# Mbega Ubuzima Bwawe Burabereye Ubutumwa Bwiza?

Jeffersonville, Indiana, USA

30 Ruheshi 1963 Ku Mugoroba.

1 Rekatugume duhagaze gatoya, mu gihe twunamitse imitwe rero kandi turaba ku Mwami.Namba hariho umutwaro kanaka wo kumenyesha Imana, mwoshobora ubu muri kanokanya kuduza ukuboko kwanyu kuri Yo, nk'uku, hanyuma mukagumiza ku mutima icomugomba.

Data wa twese wo mw'Ijuru, turakengurutsekubw'uwundi munsi. Kandi ubu watanguye guharura ; uzoba kahise. Igikoraneca kino gitondo camaze kurengana. Amajambo yavuzwe ari mu kirere, kw'ibande,kandi tuzotegerezwa guhura nayo umunsi umwe. Azotegerezwa kuba kimwe ay'ukuricanke ay'ikinyoma. Kandi tu—turizera ko ar'ukuri, kubera ko ar'Ijambo ryawe.

Ubu rero, turasenze ko woduha, kur'uyumugoroba, ivyo turiko turasaba mu mitwaro yacu. Wewe waruzi ivyo twaridukeneye, n'ivyo turiko turasaba. Rero turasenze ng'utwishure, Mwami, kandiuduhe ivyipfuzo vy'imitima yacu, n'ukuvuga, hamwe twoba dushoboye kubikoreshamu kuguhesha icubahiro. Ubiduhe, Mwami.

Kiza abagwaye bari hagati yacu. Kuraho icahacose n'ukutizera. Duhe kuri…umugabane w'imigisha yawe kandi, kuri kanokagoroba, Mwami, mu gihe turiko turahwekera kw'Ijambo ryawe, no ku giheturimwo. Twakoraniye hamwe, Data, atari kubw'iyindi ntumbero ariko kugiratugerageze kwiga ukwo twoshobora kubaho neza kurusha, kandi tukabahotukwegereye kurushiriza. Kuko turabona umunsi wegereza, kandi dutegerezwakwegeranira hamwe, hanyuma tukaronka inyigisho zivuye kuri wewe. Ubiduhe, Data,mw'Izina rya Yesu. Amen.

Murakoze.Murashobora kwicara.

2 Ndazi ko hashushe cane, hamwe n'ikibanzacuzuye cane nk'uku. Kandi rero muradutunga ntidufise i… icuma gitanga akayaga.Kandi nda…Birashoboka ko bizo…Hariho ibintu bibiri ngomba gukorera ishengero,vuba cane hamwe noshobora kugaruka mu buryo ndabigombamwo, hamwe nosubira mubikorane mu buryo bwiza. Ngomba i—ipiyano, aho izoba iteretse mur'uru ruhande,rero umuvuzi wa piyano azoba arabana n'ikoraniro. Ngomba inanga kuri runoruhande; hamwe n'icuma gitanga akayaga. Rero numva ko bizoba ukwo. Kandi rerotura…Turizeye Umwami, kandi turazi ko azobiduha.

3 Ndizera ko bambwiye ko mwene Data Hickersonibi yabikuye mu kinyamakuru. Yabishize mu biro vyanje hariya inyuma. Iri niryateraniro ry'abamarayika bari mu kinyamakuri ryari ryaravuzwe. Murabona ishushoy'umusonge? Nimurabe uyu ari kur'uru ruhande, iri baba risongoye, aza yadugijeigikiriza nk'uku, ku ruhande rw'ukuboko kwanje kw'iburyo. Nk'uko nabivugiye ahakuri kino gicaniro nyene, haraheze amezi n'amezi n'amezi n'amezi, murabona,ngw'ibi hano. Kandi ikinyama…Look, ahubwo ikinyamakuru Life kirabifise, i—icomuri Rusama, Rusama igenekerezo rya 17, ndizera ko ari co. Ni vyo ? Icomuri Rusama igenekerezo rya 17. Umupfasoni Wood yariko arambwira ko benshibamuhamagaye baramubaza. Ni mu co muri Rusama, Rusama igenekerezo rya 17.

N'igicu c'amabanga. Ico gicu gipima amamayilimirongibiri n'atandatu uja hejuru, n'amamayili mirongitatu y'ubwaguke, kandiivyo nivyo twariko turavugako ngaha. Aho niho umumarayika w'Uhoraho yamanutsehanyuma akanyiganza ico kibanza. Kandi vyose…Vyumvikanye bivuga cane…

4 Ndazi ko hariho umuntu umwe, namba…Ndibaza,Mwene Data Sothmann, namubonye haraheze akanya gatoya, ahantu kanaka. Aringaha. Yarahagaze…Ego. Harya inyuma. Yarahagaze impande yavyo igihe vyashika.Ndibaza ko ntari kure cane yiwe. Naramubonye gusa, ngerageza kumuramutsa. Kimwegusa, nari mfise jomere yiwe. Ndamumenyesha ko i—ibikoko twariko turahigabi…bitari kur'uyo musozi. Rero vyari vyagiye ku wundi musozi. Nari nabibonye,nk'ejo yaho, hanyuma ndababwira aho twoja. Nja ngaho, aho bije mur'urworuhande, ndasa hejuru mu kirere, nkabihindira inyuma mu rundi ruhande, kugirabashobore kuronka igikoko cabo—cabo—cabo. Rero, zari ingurube zo mw'ishamba.

5 Kandi ndagenga kur'uru ruhande, ntazariho.Ntazari ku ruhande na rumwe. Mbona mweneData Fred agenda, ariko ntazari ngaho. Yaragarutse, ariko mwene Data Norman ajahirya y'umusozi. Hanyuma ndakata, ndamanuka mu kabande hanyuma ndaduga, ndumwegusa, nko ku mayili imwe n'igice nca mu gihugu kanaka cumye vy'ukuri. Hanyumandicara, ndaraba hirya no hino. Bwariko buraca kur'uyo munsi. Kandi narikondakurako ivyo, ivyo twita, ibifashi. N'ibintu kanaka bimeze nk'ibimata.Ndabikura ku kuguru kw'ipantaro yanje, neza na neza bwa bwoko nyene bw'ibintunibona ndiko ndakora igihe nari ngaha ndiko ndababwira ibijanye n'iryo yerekwa,hafi amezi atandatu, imbere yuko biba. Ndavuga nti: "Ibi biratangaje, rabaukuntu ndi mu buraruko butunganye bwa Tucson, mu buraruko bushira ubuseruko.Bitanga…"

"Tucson," muribuka ko navuze nti: "Amaja gatoyamu bumanuko bushira uburengero."

Hanyuma ndavuga nti: "Biratangaje." Narikondaraba ibifashi, nk'uku, ndabikura ku…yanje, vyinshi muri vyo, ndabikura kumaguru y'ipantaro yanje. Namba mutarigera muba hariya, n'igihugu c'ubugaragwa.Ntikimeze nk'iki na gatoya. Ni nk'incuro mirongibiri mu kubona; kandi nta bitibirimwo canke ibindi nk'uko biriho hano. Yari gusa ama cactus n'umusenyi.

Niho rerona—neraguza, nk'uku. Naradugije gusa amaso yanje hejuru. Kandi novuga, nkokw'imayili uvuye kuri jewe, mbona umutwe…umugwi w'ingurube zo mw'ishamba, ziri,ziriko ziva ku mpera, aho zariko zirarya ibifilari[Ubwoko bw'ivyatsi vyo muriamerika.—Umw.] Ndiyumvira nti: "Rero, hamwe noshobora gushikana mwene Data Fredna mwene Data Norman hariya, kirya nico kibanza."

6 Kandi kumugoroba w'imbere yaho, Mpwemu Yera yari ku rugero ruteye ubwoba mw'ikambi,gushika aho yariko arambwira ibintu vyashitse kandi biriko biraba. Kandinategerezwa guhaguruka nkaja kure y'ikambi yanje.

Kandi rero, murako gatondo gakurikira, ndajayo. Nca ntangura…Ndavuga nti: "Rero, hamwe noshobora gushikira mwene Data Fred, ndazakumushikira hariya hirya y'urya musozi," uwari nko ku—ku mayili mur'ururuhande. Nategerezwa kugenda nka—nk'amamayili abiri, canke arenga, nkamutora,bishoboka atatu. Nja muri ruriya ruhande, ndamanuka ngaho, ico twitaikidunduri, ndaduga nk'uku, hejuru ku busongero bw'iyo misozi yuzuye ibidundurikandi itaringaniye, nca manuka mur'uru ruhande, ndasatura, nja hirya, kandimanuka mur'uru ruhande, hanyuma ndamutora. Rero yategerezwa kugenda musiy'umusozi, gutora mwene Data Norman, uwari nko ku mamayili ane canke atanu,hanyuma akagaruka. Kandi nagira nshire a—akamanyu gatoya k'igitambara akonagira manike ku mubingo wari ngaho, kugira nshobore kumenja umukobeko uwahenzojako ninagaruka.

7 Hanyuma ndaduga y'umukobeko mutoya ahari ibitandaravyinshi bitaringaniye, kandi hariho i—inzira y'impongo imanuka ku rundiruhande, nka, Oo, amayadi mirongine, mirongitanu munsi y'ibitandara. Zari hafi,Oo, bwariho bugica, nshatse kuvuga isaha zibiri canke zitatu. Mwoshoborakwibaza ikintu nk'ico mwene Data Fred, bishoboko ko zari isaha zitatu,zirenga ? Narirutse hirya ku rundi ruhande, nyaruka, kugira izo ngurube zomw'ishamba ntizimbone. N'ibigurube vyo mw'ishama, murazi, kandi koko birateyeubwoba.

Rero na—ndaduga ku musozi mur'uru ruhande,ndasatura, ntangura kwiruka nduga ku musozi. Hanyuma ndiruka, mu kayira gatoya,ako bita akayira k'imbwa. Bukwi na bukwi, igihugu cose kirasamirana. Sinaribwigere numva uguturagara guteye ubwoba nk'uko! Waranyiganyije, kandiibitandara vyaratembagaye. Kandi niyumva nk'uko no—ntegerezwa kuba nasimbiyehejuru y'isi nk'imetero n'igice, niko vyaboneka. Vya—vyaranteye ubwoba.Ndiyumvira nti: "Oo, bagenzi!" Niyumvira ko narashwe. Ko umuntu kanaka…Narinambaye inkofero yirabura. Niyumvira ko boba biyumviriye kw'ari ingurube yomw'ishamba iriko iriruka ku misozi, umuntu kanaka akaba yaciye andasa. Vyavugarwose cane, biza kuri jewe, nk'uku. Hanyuma, ubwo nyene, Ikintu kanaka kiravugagiti: "Raba hejuru." Ngw'ivyo. Hanyuma kirambwira giti: "N'ukwugururwakwayo mashashara indwi. Subira muhira." Rero, naje.

8 Nahuye namwene Data Fred na mwene Data Norman, haheze nk'isaha, igihe nababona. Baribashwabadutse bariko barabivugako. Ngw'ibi rero. Kandi abashakashatsi bavuga kobidashoboka ko—ko ubwoko na bumwe bw'igipfungu canke ikindi kintu gishoboragushika hejuru nk'aho, igipfungu, umuhisha. Murabona? Sinari ndabizi. Na—na…

Twebwe, igihe tugiye mu makungu, tugendera kumetero 2923 uja mu kirere. Aho ni hejuru y'imiyaga. Ni nko ku mamayili ane.Tuvuge, reka dufate ko bishoboka ko ari ku mamayili cumi n'atanu gushika ahoudashoboye kuronka umuhisha na mukeya. Ariko iki kiri ku mamayili mirongibirin'atandatu, kandi cahagaze ngaho umusi wose. Murabona? Ntibazi ico ari co.Ariko Imana ishimwe, turakizi.

Urakoze cane mwene Data Hickerson. Ndaza kukibikahariya mu biro vyanje. Kandi igihe twanditse igitabo, aho rero turashoborakukironka.

9 Ndafise hano agapapuro gatoya nahawe. Ndizera kotwongerekanye mu gitigiri uhereye aho naherukira hano. Ndizera ko izina ryiweari—…muri make, izina rya se wiwe, ni Dawidi West. Kandi barafise agahungugatoya bashaka gushikanira Umwami. Mbega ni vyo? Ni kuri kano kagoroba, cankehari kuwagatatu ku mugoroba? Sinzi. Hategerezwa…Kur'uyu mugoroba? Ni vyiza.Koko, bimeze gute…Uri Dawidi, sivyo? Niwe nari niyumviye ko uri. Neza cane.

Bimeze gute ivyo kuzana uwo mwana mutoya hano imbere?

Mushiki wacu hamwe yoza hano kur'iyi piyano,akatuvugiriza ya ndirimbo Bazane. Umwungere, namba abishaka, naze hano, hanyumaturashikanira uyu muhungu mutoya Umwami. Rero, tugerageza kubigumiza nk'ukoIvyanditswe bibivuga.

10 Uyu n'umwuzukuru wawe, mwene Data West. Mbega ntibiboneka nk'uko bishoboka, sivyo?Mushiki wacu West, wiyumvira iki kur'ivyo? Mbega nti…Murazi ivyo niyumviye,naho biruko? Murazi ko na jewe ndi sokuru.

Binyibukije mwene Data Demos Shakarian. Yarahagazeimbere y'isinzi rihambaye ry'abantu. Vyose yarabivangavanze nk'uko ndikondakora, murazi. Yarahagaze ngaho. Aravuga ati: "Urazi," aravuga ati: "na—nabwiyeRose, niyumva," n'umugore wiwe, aravuga ati: "niyumva nkuze cane guhera ahombereye nyokuru." Aravuga ati: "Oya. Nashatse kuvuga soku-…" Murazi, nda…

Nturi wenyene, mwene Data West. Hariho benshi hano. Kandi ni vyiza cane. Ndizera kodushobora gukenguruka abuzukuru bacu. Ibi nti…Nizigiye ko ibi bitumvikana nkabibi. Ariko turashobora kuronka umwanya muremure turi kumwe, ndavyizera,kurusha uwo tumarana n'abana bacu—bacu. Narabibajije umugore wanje, uwundimunsi. Aravuga ati: "Ata nkeka. Urabakunda akanya gatoya, uce ubasubiza kwamama wabo, wibandanirize."

11 Emwe,nararonse umwuzukuru mutoya hariya inyuma. Yavuze ati: "Data, vuga ubutumwa.Data, vuga ubutumwa." Kandi baratoje amashikanywa kuw'Iyinga uheze,hanyuma bayashira ku meza. Hanyuma baramwinziza, hariya inyuma, aca—aca anyumvandiko ndavugira muri mikoro. Aravuga ati: "Data, vuga ubutumwa. Data, vugaubutumwa."

Hanyuma Billy aravuga ati: "Ego, hariya."

Aravuga ati: "Oya." Amashikanywa aca asesekahasi. Ya—yashaka kuza kuza hano, murazi. Kandi yama iminsi yose asemereraambwira, murazi, ambonye muri buri gikorane. Arasemerera ati: "Data, vugaubutumwa." Asemerera cane vy'ukuri. Rero, ndazi kw'ari beza.

12 Rero, ndibaza iyaba nari nshoboye kutira imishatsimikeya mu yiwe? Ntayo akeneye ubu nyene. Ndayikeneye. Izina ryiwe n'iryahe? [Mushikiwacu West aravuga ati: "Dawidi Yonatani."—Umw.] Dawidi Yonatani. Mbega iryo s'izinaryiza? Emwe, ndizeye ko ubuzima bwiwe buhuye n'ubwabo yitiriwe. Dawidi, Umwami,Dawidi; uwo, Kristo yategerezwa kwicara ku ntebe y'inganji yiwe ; kandi naYonatani, umugenzi w'umukundwa. Nda—ndababwire, n'utwana dutoduto twiza.Turadushima, cane rwose. Nda…Arikanguye. Kandi arashobora—arashobora gusemerera« amen » neza cane nk'abandi bose, murazi, rero ntituza kumwemera ngoatugore. Turamushikanira Umwami.

Ndibaza ko ari vyiza cane, kugira babiri bubakanyebakiri bato, abo Imana yashize mu kwitaho kwabo akana gatoya nk'aka, kandibakaba baje kugahereza Umwami. Kandi iyo mubikoze, vyerekana ko mutari… komuriko murasubiza Imana ico Imana yabahaye. Imana igahezagire.

13 Ubu rero, namba mushaka kumuterura, ndizera ko mamawiwe ashoboye kumuterura neza kurusha ukwo nomuterura. None natwetwomurambikako ibiganza gute ? Ubikoze ni vyo vyoba vyiza? Kuko ndatinyako nomuta hasi ahubwo, s'ukumuta hasi, kumutera ubwoba canke ikindi kintu,murazi. Kandi nama ntinya kubatera ubwoba, murabizi. I—i…

Meda yavuze, hariya inyuma…ndiyumvira ko iki aricogikorwa kimwe gusa ku gicaniro asa n'uwunyumvira igono, murazi. Arakundaguterura a…

Emwe, raba hano, karaza kundaba. N'akana keza. Ego,mushinganta. Birashoboka ko noshobora kugaterura. Ndibaza. Oo, mushiki wacu,ntu…ndibaza kwatakoroka. Ng'uyu, mbega si mwiza? Umerewe gute? Emwe, rero, nimwiza.

14 Reka twunamike imitwe yacu.

Mwami Yesu, haraciye imyaka myinshi, igihe ivyaruKristo vyavukira mw'ishusho y'Umugabo yitwa Kristo, Mesiya asizwe amavuta,Izina ryiwe ryari Yesu. Abantu barazanye impinja zabo ntonto kuri We, kugirango ashobore kurambika ibiganza vyiwe kuri bo kandi abahezagire. Kandi yavuzeati: "Nimureke abana bato baze kuri jewe, ntimubabuze, kuko ubwami bw'ijuruarubwo abameze batyo." Uyu mugwi wa babiri bubakanye beza, ba sekuru babo na bobabaye abakurikira Ijambo.

Mwami Yesu, nzanye, kandi ndaguhereje, kuri kanokagoroba, jewe n'umwungere, uyu mwana mutoya mwiza Dawidi Yonatani West.Ndamuguhereje, ndamukuye kuri nyina na se. Ndamugushikirije, Mwami,kubw'amagara meza, inkomezi, ubuzima burebure y'igikorwa, guhesha icubahiroImana Mushobora vyose, yamuzanye mur'iyi si. Imigisha y'Imana ibe kuri we.Mpwemu Yera abe kur'uyu mwana. Namba hakiriho ejo, reka ashobore guzotwaraInkuru nziza iyo abavyeyi biwe na ba sekuru biwe bakundwakaza uno munsi.Ubiduhe Mwami. Rero, mw'Izina rya Yesu Kristo, ndaguhereje uyu mwana, mugushikanira Imana ubuzima bwiwe. Amen.

15 Ndizera ko bagomba gufotora aka kana gatoya. [Kamera irajwiye—Umw.] Na jewe ndasimvye.

Imana iguhezagire mushiki wacu. Ushobore kwama ukundakandi ukundwakaza Umwami Yesu, kandi ako kana gatoya karererwe mu kwigishwan'Imana, kandi mufise agahungu gatoya gateye igomwe. Ni vyo. Imana ibane na we.

Ndizera ko yataye akabombo kiwe gatoya? Mwagatoye? Oo,bagenzi!

Ubu rero, reka turirimbe ya ndirimbo ntoya, Bazane.Umwe wese, turi hamwe rero, kubwa karya gahungu gatoya. Neza cane, mushikanje.

Bazane, bazane,

Zana abana kuri Yesu.

Sinziibiganza vyiza cane nobashiramwo. Murabizi? Ibiganza vy'Umwami Yesu!

16 Rero, ndabizi ko hashushe ngaho. Ng omba kubwirauwujejwe ibikorwa, mwene Data, umuganga, canke uwundi, abo bavyitaho. Bamwemuri bashiki bacu bariko baronona amajipo yabo ku—kw'igirisi iri ku nyegamo. Nibangahe hariho iyaba,giyeko? Ndabizi, hariho umugore wanje, abakobwa banjebabiri, ki Betty Collins, Umupfasoni Beeler, bamwe muri bo. N'ikintu kanaka,hariho igirisi. Hamwe mwoyibona, Muganga, mubishoboye. Ni, ndizera ko ari ahoba…Ni igirisi canke irangi, canke ikindi kintu, aho basubiyemwo intebe. Sivyo?[Mwene Data Edgar "Muganga" ivyo Branham avuze, "Nta girisi iri kuri zotwokurako."—Umw.] Emwe, nda—sinzi ivyo ari vyo, rero. Kimwe gusa…Babimenyesheje,nca mvuga ko nza kubimenyesha mu—muganga. Neza cane.

Rero, hariho igikorane c'amasengesho ku wa gatatu.Hoba hariho ikindi? Mwarabitangaje? Mwaratanze amatangazo, mwene Data Neville?Amatangazo yose yaratanzwe.

17 Rero, Umwamiabigomvye, mu gitondo co kuw'Iyinga ukurikira, ngomba kuvuga ku mutwew'amajambo ukwagiriza uru runganwe ko rwabamvye Kristo. Muravuga muti: "Ururunganywe ntibishoboka ko rwoba rwarabikoze." Tuzobiraba namba rwarabikoze,canke rutabikoze, twisunze Ijambo. Rero, mu gitondo co kuw'Iyinga uza, Umwamiabigomvye. Hamwe, rero, hamwe—hamwe—hamwe ikintu kanaka coshika…

Nategerezwa kuba i Houston mur'iyi ndwi, kandi, mugikorane c'abakozi b'Imana, kinshikana kuw'Iyinga, rero sinzi nambanzobishobora canke ntazobishobora. Ariko turafise iyindi minsi y'Iyinga ibiri,yo gukorerako, imbere yavyo, naho bir'uko. Hanyuma tugende muri Chicagokubw'igikorane c'abakozi b'Imana, canke igikorane muri Chicago, mu ndwi yanyuma muri kuno kwezi. Hanyuma naho nzotegerezwa gusubiza umuryango muriArizona, kuko—kuko ikiruhuko cabo caheze kandi abana bategerezwa gusubirakw'ishure.

18 Ubu rero, ni bangahe banezererwa ugusomwakw'Ijambo ry'Imana, n'Imihezagiro y'Umwami ? Twese turabinezerererwa, canerwose.

Rero,harashushe, kandi ndazi bamwe muri mwebwe basubira muhira ku mugoroba. Ndazimwene Data Rodney na Charlie, n'abandi, bategerezwa kugenda urugendo rureruren'umuduga. Hinge gato, mbe ntimuri mu karuhuko, sivyo? Emwe, numvise ko mugiyekuroba.

"Umwami ntashiriraho umwanya umuntu iyo arikoararoba. Ntusaza mu gihe uriko uraroba." Rero, bakobwa, nimujane na bo.Murabona? Hanyuma nzoza nifatanye namwe, ndabishoboye. Kandi murazi, "Umwamimwiza," bavuze bat: "ntashiriraho umwanya umuntu iyo ari hariya arikoararoba." Nimubikore cane iyo murushe mu mutwe. Ni kintu ciza cokuruhukirako, noba narigeze kubona mu buzima bwanje, ukugenda kuroba.

19 Nari mfiseagakarata gatoya, igihe kimwe, kavuye ku mushingantahe Troutman. Umwe wesearibuka umushingantahe Troutman, mw'ishirahamwe ry'amabarafu, muri New Albany?Yarafise agakarata gatoya ngaho, kavuga gati: "Kuja kuroba." Hanyumakakabandanya kavuga kati : "Umuntu afise…Buri muntu, bene wabo, jakuroba. Azokwama agurana iminsi yose n'ukuboko gufasha, ari kuroba." Karigafise nk'ibintu umunani canke cumi bitandukanye. Rero, ageze munsi, avuga ati:"Umuntu aba yegereye Imana igihe aba ari hariya ariko araroba." Rero, ndibazakw'ivyo bihakwa kuba vyo. "Abatunzi n'abakene bose bameze kumwe, bari kuroba." Murabona?"Azokwama agurana iminsi yose n'ukuboko gufasha, ari kuroba." Kandi vyosevyari vyerekeye "Kuja kuroba."

20 Emwe, ndababwire ukundi kuroba nakoze muri iyimyaka iri hafi ya mirongitatu n'itatu iheze, kwabaye ukuroba kw'imishahay'abantu. Umwami adufashe kugarura uwo wese dushoboye kuronka.

Rero, kur'uyu mugoroba, ibi biriko birafatwakw'ibande. Rero, mu gitondo, (namba Jim ari hano canke kufata amajwi),nda—ndiyumvira ko kw'ibande, umuntu kanaka yankebuye muri yo, navuze nti: "Kuvayokwa kabiri." Sinashaka kuvuga ukwa kabiri. Ni: "Kuvayo kwa gatatu."

Mpwemu Yera mw'ishusho y'Inkingi y'Umuriro, Imanayamanutse mw'igaragazwa, yazanye kuvayo kwa mbere, kandi—kandi hariya…yakuyeIsirayeli muri Egiputa.

Kuvayo kwa kabiri yari Kristo akura Ishengero munyigisho z'abayuda.

Kandi, Ukuvayo kwa gatatu, n'igihe iyo Nkingiy'Umuriro nyene, ikuye Umugeni mw'ishengero. Murabona? Imukura mu vyakameremere; imukura mu vy'impwemu ; kandi ivya Mpwemu ibikuramuvy'impwemu. Ivyo bitatu, murabona, ahubwo ivya Mpwemu ibikura mw'ishengero.Aho rero, turaronse ivyo bitatu, ibihe bitatu vyavyo.

Ubu rero, kano kagoroba, nagomvye kukora iyindibande, nayo yitwa: Ubuzima Bwawe Bwoba Bubereye Ubutumwa Bwiza ?Birashoboka kw'itaza gufata igihe kinini. Emwe, n'Ivyanditswe bikeya gusan'ivyo nanditse mfise hano, ariko ubwa mbere tugomba gusoma Ijambo ry'Imana.Imbere yuko dukora ivyo turunamika imitima yacu kuri Yo akanya gatoya.

21 Mwami Yesu, buri mugabo, akomeye, canke umugore,canke umwana, yoshobora kuzingurura impapuro z'iyi Bibiliya, ariko nta n'umweyoshobora kuyihishura atari wewe. Ndasenze Mwami, mu gufata kino gisomwa nk'ukokindi ku mutima wanje kugira ndakirungike mu bihugu vyose, ku bantu, kugirabashobore kumenya ubwoko bw'ubuzima basabwa kubaho ubwo ari bwo. Kuko benshicane barambajije, bati: “Mbega ubuzima bw'umukristo n'ubuzima bwo gukoraibikorwa vyo mw'ishengero?” Bwoba ari ugufasha abakene, aboro? Canke n'ukubaumunywanyi yama ari ngaho. N'ukuba umwizigirwa afise ubwizigirwakw'ishengero ?‟ n'ibindi bibazo ben'ivyo. Data, reka inyinshu y'ukuriishobore kuza kuri kano kagoroba, mur'aya majambo, mu gihe tugira umwete woku—kuyashira abantu. Mw'Izina rya Yesu Kristo, turabisavye. Amen.

22 Ubu rero,nimuzingurure muri Bibiliya zanyu, mu Gitabo c'umweranda Luka, kandi turaheraku kigabane ca 14 ku murongo wa 16, kugira dusome Ivyanditswe bikeyavy'urufatiro, nk'iciyumviro nyamukuru, c'ibi tugiye kugerageza kugabura nko muminota mirongitatu gushika ku mirongine. Ubu rero, umurongo wa 16 w'ikigabaneca 14 ca Luka Mweranda.

Na we aramubgira, ati Habaye umuntu yarondejeamazimano menshi, atora benshi:

igihe co kurya gishitse, atuma umushumba wiwe kubariraabatowe, ngo Ni muze, kuko—kuko bihejeje gutegurwa.

Bosebatangura kuzangazanga n'umutima uhuye. Uwa mbere, ati Na...naguze itongo,nkwiye kuja kuriraba; ndakwinginze, uramvugira antunge.

Uwundi,ati Naguze inka cumi, ngiye kuzirimisha ngo ndabe; ndakwinginze, uramvugiraantunge.

Uwundi,ati Narongoye,...ni co kimbujije kuza.

Mazewa mushumba agarutse, abgira shebuja uko vyagenze. Nyen' urugo araraka, abarira umushumba wiwe,

Raba neza, s'abashumba, “umushumba.”

ati Genda n'ingoga, uje mu nzira z'ibihamo no mu nziranto-nto zo mu gisagara, uzane hano aboro n'ibirema n'impumyi n'abacumbagira.

Umushumba wiwe, ati Mugenzi, ico umbariye ndagikoze,arikw imyanya iracasigaye.

Shebuja abarira uno mushumba wiwe, ati Genda uje munzira z'iroro no mu mihora, ubagobere baze, kugira ngw inzu yanje yuzure.

Ndababgira yukw ata muntu n'umwe wo mur' abo natumiyeaza kugira ico atamira mu vyo nabateguriye.

23 Ubu rero,mwabonye ko ngaho habayeho imikwego itatu, canke incuro zitatu, zavyo ?Igihe basohoka, ubwa mbere, bagahamagara abo bari, ahubwo bagatumira ngo baze,hanyuma ntibabikora. Rero, habaye igikorane c'ugukiza indwara, baragendabarondera impumyi n'abacumbagira. Ikibanza kiguma kiriho, hanyuma aragendaaringinga abeza, ababi, n'abatitaho, kugira bashobore kwinjira.

Rero,murasoma uwundi mugani w'ivyo, ikintu kanaka gisa n'ivyo, muri Matayo 22:1gushika kw'i 10, namba mushaka kubisoma, hanyuma. Ariko nakuye uyu mutwe w'amajambongaho: Mbega Ubuzima Bwawe Bwoba Bubereye Ubutumwa Bwiza ?

24 Rero, hanoYesu ariko avuga…Umuntu iminsi yose yama agerageza gusigura, igituma atakiriyeubutumire bwaYo bw'Ijambo ry'Imana. Naho vyoba vyemejwe mu buryo bushikamwekuri bo, ko ari Inzimano yaYo n'ubutumire bwaYo, ariko umuntu yama iminsi yoseariko arisigura. Kandi musomye muri Matayo 22, murabona ko ukwisigura kwakozwe,naho nyene. Kandi—kandi bagerageje…

Vyarabaye mubihe vyose vya kera. Mur'ico gihe cose c'inyuma, yavuze ko umuntu yabatumiye,kandi—kandi yarafise uruzabibu. Kandi uwo mugani turawubona. N'ukuntu yatumyeabashumba biwe kuzana ibiva kur'urwo ruzabibu. Umushumba wa mbere aje, baciyebakora iki ? Baramwirukanye ? Umushumba akurikira araza, na we nyenebamutera amabuye. Kandi birukana buri mushumba ; abantu b'abicanyi.Umwami, ubwa nyuma, atuma umuhungu wiwe. Umuhungu wiweaje, turabona ko bavuze bati : « Uwu ni samurarwa. Tuzomwica, kugiraturonke ibintu vyose. » Hanyuma Yesu arababwira ati : « Uwomwami yaciye atuma kandi yica abo bicanyi, aturira n'ibisagara vyabo. »

25 Rero, turabona, iyo Imana ihaye umuntuubutumire, n'ugukora ikintu kanaka, canke ukwakira ubutumire yamuhaye, hanyumaakabwanka, aho rero nta na kimwe kiba gisigaye, inyuma yuko ubuntu bubabwashibuwe, atari urubanza. Iyo mutambutse umurongo w'ubuntu, aho haba harihoikintu kimwe gusa gisigaye, naco n'urubanza. Kandi turabona ko umuntu yamyeakora ivyo mu bihe vyose. Vyarashitse, cane muri buri gihe, muri Bibiliya.

Igihe Imana yarungika Nowa umusavyi wayo,agakora ubwato bwo guhungiramwo kur'abo bantu bose bashaka ku—gukira. Abantubaratwenze gusa kandi barashinyaguriza Nowa. Imana yari yaciye inzira, arikobari bafise ivyo bisigura. Ntivyari bijanye n'ukwiyumvira kwabo—kwabo kw'icogihe. Nti…Ntibwari bwo buryo babigombamwo, rero barisiguye mu minsi ya Nowa.

26 Baciye batanga ivyitwazo ngo mu minsi ya Mose. Barisiguye muminsi ya Eliya. Barisiguye mu minsi ya Kristo. Kandi n'uno munsi barisigura.

Rero, We yavuga atumbereza kuri Isirayeli,abari bahamagariwe umusi mukuri, ivyo noshobora kandi gukoresha uno munsi kubantu, ishengero, ryatumiwe kuza ku munsi mukuru, ariko ntirizobikora, umunsimukuru wo mu buryo bwa Mpwemu w'Umwami. Kandi ntibazobikora. Ntibashakakubikora. Barafise ibindi bintu vyo gukora. Bararonse ivyireguzo.

Rero, namba Isirayeli, haciye imyaka ibihumbibibiri, bari baremeye ubutumire bahawe, ntibaba bameze nk'uko bameze uno munsi.Haraheze imyaka ibihumbi bibiri, Isirayeli ishibuye ubutumire bwo kuza kumazimano y'ubukwe, kandi barabushibuye baca baja mu rubanza. Ariko, nk'uko Yesuyavuze, bateye amabuye kandi bica abavugishwa babatumweko, mu kuronderaukwisigura, rero, ukwisigura bamye bagukora buri gihe.

27 Turabona ko mu minsi ya Yesu, koata—atifatanije n'umwe muri bo. Baravuga bati : « Uyu mugabo ububwenge yabukuye hehe ? Avuye mw'ishure iryahe ? Mbega si wa muhunguw'umubaji ? Mbega bene wabo si Yose na Yakobo, n'abandi ? Na bashikiwe ntibari kumwe na twe ? None uyu Mugabo ubwo bubasha bwo gukoraivyo yabukuye hehe ? » Murabona ? Mu yandi majambo, ntiyifatanyana bo. Rero, baravuga bati : « Ni Beyezebuli. Ni umusamariya. Afiseidayimoni kandi yarasaze. Ya—Yara…N'Umugabo arimwo impwemu mbi, ku vyerekeyeugusenga, kandi yaramusarishije. Kandi nivyo. Ari ngaho nk'umuntu w'ikinyeshamba.Ntimumutege ugutwi na rimwe. » Kandi turazi ivyashikiye Isirayeli. Kandibarasemerera. Bari bazi neza ko Uwo Mugabo ari mu kinyoma, gushika aho, Oo,igihe bamucira urubanza, yavuze—yavuze ati : « Amaraso yiwe abe kurimwebwe n'abana banyu. » Kandi yarababayeko guhera ico gihe.

28 Yesu yariko aragerageza kubabwira koukurondera ukwisigura kwabo ariko kwishe abavugishwa, kandi kwican'abagororotsi baje. Bamera zi nemera zabo izo umuntu yabahaye, mu gishingo ogufata Ijambo ry'Imana. Kandi, mu gukora ivyo, bahinduye Ijambo ry'Imanairitagira akamaro

Rero, mutegerezwa kuvuga, kuri ibi, ko ariubugombe bw'Imana n'icipfuzo c'Imana, canke mukazana ikindi kintu kanaka mushobora gutanga, kimeze neza gusumba ukwoiki kimeze. Rero, mutegerezwa gufata kimwe canke ikindi. Ntimushobora gukoreraImana na Mamoni. Kandi mutegerezwa kuvuga muti : « Ukun'Ukuri, » canke «N'igice c'Ukuri, » canke « Kwoses'Ukuri, » canke « Ntivyashizwe hamwe neza, » canke« Ntivyasiguwe neza. »

KandiBibiliya ivuga iti : « Ijambo ry'Imana ntirisigurwa nk'uko umuntuavyigombeye. » Nta wundi n'umwe yategerezwa gushira insigura kuri ryo,ryanditse neza na neza mu buryo Imana yagomvye ko risigurwamwo. Neza na nezaivyo rivuga, n'uko vyategrezwa kuba. Nimurifate ukwo nyene rivuga, ukwo ryanditswengaha.

Rero, bemera zi nemera zabo. Bagatumaamasezerano y'Imana aba ayatagira akamaro kuri bo. Barabicako. Bagasimbira kure yavyo.

29 Rero, iyo Uburusiya buza kuba bwaremeyeimigisha ya pentekoti, mu myaka mirongirindwi n'itanu iheze, igihe Mpwemu Yerayasukuwa mu Burusiya, ntibaba ari abakominista uno munsi. Rero, haraheze imyakamirongirindwi n'itanu, bararonse ibikorane bihambaye vy'umuvyuro, hariya muriSiberia. None bakoze iki ? Barabishibuumye. Kandi uno munsi, igihugucatabagaye, n'amashengero ntagikorana, kiretse afise uruhusha. Kandibaraciriwekwo iteka. Caratabagaye hamwe n'izo ngeso z'inyeshambaz'igikominista ; bahawe umugwanizi.

Haraciye imya mirogitanu, Mpwemu Yera asutswemu Bwongereza. Inyuma gato yaho haziye George Jeffreys, na F.F Bosworth, naCharles Price, Smith Wigglesworth, abo bagwanyi bahambaye b'ukwizera, haraciyeimyaka mirongitanu, baha Ubwongereza umuvyuro wa Mpwemu Yera. None bakozeiki ? Barabatwenze, babashira mw'ibohero, babita abasazi, biyumvira kobataye ubwenge. Amashengera akabuza abantu ko baza kubumviriza. Kandi barakizaabagwaye, bakirukana abadayimoni, bagakora ibikorwa bihambaye. Kandi kubera koUbwongereza, nk'igihugu, bwashibuye Ubutumwa bwiza, ivyaha vya—vyabwovyyaramenyekanye kw'isi yose. Hoboneka bigoranye i—igihugu kw'isi yose gifiseuguhakana Imana, naho woshiramwo Uburoma n'Ubufaransa, kurusha Ubwongereza. Ninyina w'uguhakana Imana. Neza na neza aho Finney na benshi mu bagabo bahambayebavugiye ubutumwa, muri Haymarket, kandi Charles G. Finney, na Wesley,ukabandanya, ariko Ubwongereza bwarabushibuye.

30 Kandi ubu, no mu ndwi iza, canke zibiri, mubinyamakuru, murabona aho abo bantu babo bahambaye babereye goyigoyi, ku—kubitsina vy'abagore, gushika n'aho abatasi baza. Kandi umurongozi wabo yararonsen'abandi biyongera kur'abo. Ibinyamakuru vyuzuye bo. Igicumuro caboc'igitsitaza, neza na neza

mu butegetsi bwabo, cabivyye izina riteye isoni ryabokw'isi yose. Kubera iki ? Bwashibuye Ukuri ? Bwagerageje kwisiguranone bwarangiye. Ubwongereza bwaramaze kurongororwa n'Imana, kuva kera. Hamwe…

Amerika, haraciye imyaka cumi n'itanu, igiheumuvyuro uhambaye wo gukiza indwara wariko urabandanya uva kuri pentekoti,usamirana mu gihugu, kandi hariho ibikorane vy'umuvyuro ku mugwa mukuru,Washington, DC. Abakuru b'ibihugu, ivyegera vy'abakuru b'ibihugu, abantubahambaye, abatware ; ibintu bihambaye biriko biraba, abatware na—n'abantubarakira. Nk'umwe wo mu nama nkuru y'igihugu Upshaw yaramaze imyakamirongitandatu n'itandatu amugaye, kandi ntibari bashoboye guhindukiza amasongo bavuge ko bitari vyo. Vyari ivy'ukuri imbere yabo, ariko barabishibuye.

31 Kandi, n'uno munsi, n'ico gituma kino gihugukikiriho. Caraciriweko iteka. Nta cizigiro kikiriko caco, na bukebuke.Caratambutse umurongo ugabura ubuntu n'urubanza, kandi catoye mu vyo gifisehano, kugira kirongore igihugu. Kandi caraboze, gushika ku giti c'umugongo.Politike yaco yaraboze. Ingeso z'iki gihugu ziri musi cane y'iz'ikindi kintuico arico cose noshobora kwiyumvira. Kandi umukorere w'ugusenga kwabo warabozecane gusumba ingeso zabo. Mu gukora ivyo gihinduka, ubu camaze kwifatanya n'ayamashengero yose, n'ayo mu gihugu, mu bumwe bw'amashengero, kandi camaze gufataikimenyetso c'igikoko. Mbega ikintu ! Kubera iki ? Kristo yarabahayeakaryo : « Nimuze mu munsi mukuru wanje, » umunsi mukuru wapentekoti, usigura « mirongitanu. »

32 Igihe Mpwemu Yera yasukwa ku Burusiya, baribahamagawe ku munsi mukuru wa pentekoti, umunsi mukuru wa Mpwemu, bacabaramushibura. Ubwongereza, Mpwemu Yera yarasutswe kuri bo, baca baramushibura.Amerika, Mpwemu Yera yasutswe kuri bo, none bamushibuye.

Yatumiye incuro zitatu. Incuro zitatu, atuma,ariko ntibumvirije uwo munsi mukuru. Hanyuma aratuma kandi, aravuga ati :« Genda mugobere abo bantu baze. Imeza yashizweho. Ameza yateguwe.Haracariho ikibanza. » Kandi ndizera ko bishoboka, bishoboka, mur'aya mezimakeya akurikira, canke ayandi, canke umwaka, canke ikindi carico cose coba,Imana igiye kurungika ukundi kunyiganga hirya no hino mu gihugu, kuko harihoibintu kanaka bikiri ngaho, ahantu kanaka, urubuto rwatoranijwe, urw'Umucoutegerezwa kugwako, ahantu kanaka, ahantu kanaka mw'isi. Igihugu co ubwacocarangiye.

33 Nariko ndaraba mu kinyamakuru Life c'iyindwi ; hariya, emwe, hariya i Little Rock, uwundi munsi, ahubwo i HotSprings. Kandi ngaho narabonye, ndizera ko yari umutware wa leta ya New York,ari kumwe n'umutamvyi kanaka wa striptease[intambo batamba baza baraduza impuzumu buryo bwo kukwegera ababarorera mu kubipfuza.—Umw.] hariya muri Honolulu,ariko atambana na we. Rero…Kandi hano, musi yaco, hari uwundi munturirangiranwa. Oo, mbega ibitera soni! Nimurabe igihugu cacu uno munsi. Nimurabeigihugu cacu—cacu uko kimeze. Nimurabe aho kigeze, ukuntu cacokeye musi.

Nimurabe imikorere y'ivy'ugusenga yacu. Nigute vyoshoboka ko amashengero ashobora kwinjira mu mero nk'iyo arimwo unomunsi ? Ni kubera bashibuye kandi bakanka Ubutumwa bw'Imana, ubutumire bwokuza ku munsi mukuru. Mbega mwokwita ubuzima nk'ubwo ko bubereye Ubutumwabwiza? Mwoshobora kwita ubuzima, ibishobora gushinga kandi bikemerera abantubavyo—bavyo gukora ivyo bintu, kunywa itabi ?

34 Uwundi munsi, ngaho hepfo, ishengero rimwe,umugwi mutoya w'inkino wariko urakina ngaho hepfo mu kibanza c'iratiro, kandiumuhungu wanje mutoya wa muramwanje n'umutezi w'umwe muri iyo migwi. Rero yaringaho ariko aratera, kandi ngaho hariho umugwi w'inkino w'ishengero warikourakina. Hakabaho umwungere, ari kumwe n'abo bahungu bakiri bato, kur'icokibuga, ariko arakina. Kandi umwungere yanywa isigara imwe aja ku yindi, n'uwomw'ishengero ryo mu kibano ngaha impande yacu. Mwoshobora kwiyumviraumuntu…N'abantu bari bicaye aho bumviririza barabibonye. Ariko vyaranashitseaho bataba banakigira ico bavyibazako.

Ishengero rimwe rihambaye, ishengero Batiste,iryo nzi, rirarekura abantu bakava mu miga yo kuw'Iyinga, iyindi minota cumin'itanu, kugira ngo umwungere n'abandi bose bashobore guhagarara hanze banyweitabi, imbere yuko bagaruka gukora ibikorwa vy'Umwami. John Smith, uwatangujeiryo shengero, yarasenga cane, kugira Imana izane umuvyuro, gushika aho amasoyiwe yavyimvye ahuma mw'ijoro, kandi umugore wiwe yategerezwa kumuyoboraamujana ku meza amugaburira n'ikiyiko. Hamwe…Uwo mugabo yokwisubiriye mu mvayiwe hamwe yomenya ko ishengero ryagiye mur'iyo mero. N'ibiki ? Baribaturmiriwe kuza, hanyuma barabishibura. N'ico kintu kimwe gusa. Kandimuribuka, Yesu yavuze ngaha, ko abari batumiwe, hanyuma bakabishibura,batazogira ico bakojeje mu kanywa ku mazimano yiwe.

35 Iyo Imana irungitse Mpwemu Yera, ikadodora kurugi rw'umuntu, hanyuma akavyanka n'ibigirankana, igihe kimwe, azovyanka incuraya nyuma yiwe, aho rero ntuzosubira kuba umuntu afise amahirwe. Urashoborakwicara mw'ishengero ukumviriza Ubutumwa bwiza, kandi ukemeranya n'Ubutumwabwiza. Mwoshobora gukora ivyo cane nko mukuvuga muti : « Ndazin'ivy'ukuri, » ariko ntimwigere mukoza urutoki kuri vyo, ngo bibafashemwebwe ubwanyu. Murabona ? Ukavyumviriza gusa, kuko uvuga uti :« Ndizera kw'ari ivy'ukuri. » Ukwo n'ugucudika na vyo gusa.

Noshoborakuvuga nti : « Ndizera ko aya ari amadolari ibihumbi cumi. »Ivyo ntibisigura ko ndayafise. Murabona ? Noshobora kuvuga nti :« Aya n'amazi meza akanye. » ariko nkahakana kuyanywa. Murazi iconshatse kuvuga ?

Ubun'Ubuzima buhoraho. Kandi guhakana kubikora, umunsi umwe muzojabuka umurongouri hagati y'urubanza n'ubuntu, aho rero ntimuzosubira kuronka amahirwe yo kuzango muburonke.

Kuri mwebwe bantu muza hano. Jewe sinerwa n'abo…canke—canke abandi bavugabutumwabariko barabwira. Ariko, namba ar'ivy'ukuri, murafise umwenda w'ubuzima bwanyukuri vyo. N'ikihe kirenga aho mwoshobora kuronka, coshobora kuba gitangainyungu nini cane kuri mwebwe, kurusha kumenya ko mushobora kuronka Ubuzimabudashira?

36 Vyogendagute hamwe noba ndiko ndatanga ibinini hano, vyemejwe neza n'abanyabwenge koivyo binini vyobatuma mubaho imyaka igihumbi ? Emwe, no—nari gutegerezwakuba mfise abacungera umutekano hano, bakabigiza inyuma muri kino kibanza.Ntimwotegerezwa guhamagara abaza ku gicaniro kubw'ivyo. Mwotegerezwa kubakubitakugira bigirweyo, ku kubaho imyaka igihumbi.

Kandi rero, vyaremejwe n'abanyabwenge ko ya ManaIhoraho, mu bubasha bwayo bwose bw'izuka ryayo, yabasezeraniye Ubugingobudashira, hanyuma Satani agashira ibitero vyiwe ngaho kugira abagumize kureyabwo. Murabona ? Naho bir'uko murashobora kuraba, kandi murafise ubwengebukwiye bwo kubiraba mu maso no kubibona kwari vyo, ariko hanyumamukabishibura. Murabona ?

Ikintukanaka, ubwoko kanaka bwo kurondera ukwisigura. « Harashushe cane.Ndarushe cane. Nzobikora ejo. » Ubwoko kanaka gusa bwo kwisigura, n'ivyogusa bakora. Mu gushibura umunsi wo kugendererwamwo, bibatandukanya n'Imana.

37 Rero,turabona. Kandi, mw'Isezerano rya Kera, bari bafise ico bita umwaka wa yubile.Aho hari ari igihe abantu bose, bari abaja, bashobora kugenda bidegemvya iyoiyo nzamba ya yubile ivuze. Kandi rero, iyo umuntu atagiye, iyo hariho ivyoyisigura kanaka ashoboye gutanga, ko adashaka gusubira mu gihugu ciwe, aho reroyategerezwa kushirwako ikimenyetso ku gutwi kwiwe, n'uruhindu, ku nkingi yo murushengero. Kandi rero, ntaco bitwaye yubile zingana gute zoza, uwo muntuyaraguzwe. Ntiyarashoboye na rimwe kugaruka nk'umunyagihugu muri Isirayeli, ntana rimwe. Yakoze iki ? Yashibuye ubutumire bwiwe. Nta na kimwe yarigutegerezwa kuriha. Umwenda w'ubuja bwiwe wari waheze. Umuryango wiwe wariwidegemvya. Yarashoboye gusubira hariya mu gihugu ciwe hanyuma akaronkaamatungo yiwe. Ariko iyo yanse kubikora, aho rero ntiyaba agifise umugabane nagatoya muri Isirayeli, kandi amatungo yiwe baca bayaha uwundi.

Rero, ivyobintu nyene vyo mu buryo bw'umubiri, birakora mu buryo bwa mpwemu. Ko, twebwe,nk'abaragwa b'Ubugingo budashira, twumvise Ubutumwa bwiza kandi tukamenya koar'ubwo ukuri, hanyuma tukabushibura, tugahakana kubikora canke kuvyumviriza,duca tujako ikimenyetso c'igikoko.

38 Ubu rero,umuntu kanaka yovuga ati : « Rero, hazobaho iki—ikimenyetsoc'igikoko, kizoza umunsi umwe. » Reka ndababwire. Caramaze kuza.Murabona ? Ubwo nyene Mpwemu Yera agitangura gusukwa, ikimenyetsoc'igikoko gica gitangura kubaho. Murabona ?

Mufiseibintu bibiri gusa. Kimwe muri vyo, ni kumwemera, ukakira ikidodo c'Imana.Kumushibura, ukakira ikimenyetso c'igikoko. Gushibura ikidodo c'Imanan'ukwakira ikimenyetso c'igikoko. Umwe wese arabitahura ? Gushiburaikidodo c'Imana n'ukwakira ikimenyetso c'igikoko. Kuko, Bibiliya ivugaiti : « Abo bose batari baradomweko ikimenyetso n'ikidodo c'Imanabatora ikimenyetso c'igikoko. »

Igiheinzamba yaba ivuze, abo bose baba bagomba kwidegemvya, barashobora kugenda. Abobatabigomba, bagashigwako ikimenyetso.

Rero, murabona, ikimenyetso c'igikoko, iyo tukivuzemuri kazoza, n'igihe kizogaragazwa, igihe muzomenya ko arivyo mwamaze gukora.Murabona ? Kandi niko biri na Mpwemu Yera, azogaragazwa. Igihe tuzobonaUmwami Yesu aje mu bwiza, kandi tukumva ubwo bubasha buhindura, tukabonaababpfuye bazuka bava mu mva, kandi tukamenya ko nko mw'isegona tuza kubatwahindutse kandi tukagira imibiri isa n'uwiwe. Hanyuma tukabona abobamushibuye, basigaye hasi.

39 Mbega Yesuntiyavuze ku nkumi zagiye gusanganira Kristo ? Zimwe muri zozarasinziriye, kw'izamu ya mbere, iya kabiri, iya gatatu, iya kane, iya gatanu,iya gatandatu, gushika kw'izamu y'indwi. Ariko kw'izamu y'indwi, niho haza ijwirisamirana riti : « Ng'uyu Umukwe araje. Nimumusanganire. » Hanyumabamwe bari baryamye, barikangura. Mu bihe vyose vy'inyuma, gushika kuripentekoti, barikangura. Murabona ? Guhera mu gihe c'indwi, igihec'ishengero ry'indwi, ivyo bihe vyose vy'inyuma, barikangura. Kandi abo barimuri iki gihe c'ishengero, ari bazima, barahinduwe. Hanyuma barinjira.

Mur'ico gihe nyene binjiriyeko, za nkumi zisinziriyezaraje ziravuga ziti : « Tugomba kugura amwe mu mavuta yanyu. »

Ariko baravuga bati : « Dufise gusaayadukwiye. Nimugende ku bayadandaza. »

« Kandibakigerageza kuronka ayo mavuta, Umukwe arashika. » Nta gihe na kimwecigeze kubaho muri kahise k'isi aho Aba Episcopaliano, Ababatiste,Abametodiste, Abapresbiteriano…Ibinyamakuru biruzuye. Ibinyamakuru vy'amadinibiriko birahimbaza Imana, ko izo nkumi zisinziriye ubu ziriko ziragerageza kuronka pentekoti, zigerageza kuronka Mpwemu Yera. Kandi abantu ntibabona kobitazoba, twisunze Ijambo ry'Imana ? « Mu gihe bariko baragerageza kugaruka, Umukwe aragaruka atwara Umugeni. Baca baterekwa hanze mu mwijima,kubw'urubanza, » kubera bahakanye ubutumire bwabo.

Abantu bose baratumiriwe kuza. Imana, muriburi gihe, yararungitse umuco wayo, hanyuma barawanka.

40 Kandi, rero, uno munsi ntihatandukanyen'uyundi munsi n'umwe, gushibura umunsi wo kugendererwako. Igihe Imana iriko iragendera Ishengero no ku bantu,nimuvyakire rero. Ntimuvyigize inyuma gushika ku mwaka uza, ku muvyuroukurikira. Iyi niyo saha : « Uno munsi n'umunsi w'agakiza. »

Kandi mwibuke, Imana ntiyigeze irungika Ubutumwa,mu gihe na kimwe, ntibushingire intahe n'icindengakamere. Yesu We ubwiwe yavuzeati : « Namba ntakora ibikorwa vya Data, ntimunyizere. Ariko nambankora ivyo bikorwa, nimwizere ivyo bikorwa namba mudashoboye kunyizera. »Kandi iyo mubibonye neza kandi—kandi vyagaragajwe.

Ubu rero,igihe kirageze aho ribuhakana, hanyuma rigatoborwa mu gutwi n'uruhindu, kandintirizosubira kubwumva. Rero ririjana mu bumwe bw'amashengero, rikinjirayokugira ritore ikimenyetso c'igikoko.

41 « Kimwemu biharanirwa bihambaye, » umuntu umwe ampaye ikinyamakuru mu kanya, uyumupapa mushasha yavuze ati : « N'ukwegeraniriza ishengerohamwe. » Ko bazobikora n'ivy'ukuri, nk'uko ukwo mpagaze ngahaar'ivy'ukuri. Kandi Abaporoti barabigwamwo. Murabona ? Kuberaishengero…Bibiliya ivuga, Paulo, umuvugishwa w'Umwami, yavuze ati :« Uwo munsi ntuzoza hatabanje kuza kwa kugwa, ubwa mbere, hanyuma…imberey'uko wa muntu w'icaha azohishurirwa. Umwe yicara mu ngoro y'Imana, akishirahejuru y'ikintu cose citwa Imana ; nk'Imana. » aharira ivyaha kw'isi,n'ibindi. Es'ukuntu ivyo bintu vyabaye! Ariko ntivyari gushika kwa kureka Imanakutaraba, ishengero ritaratangura kuja kure y'umunsi mukuru wa mpwemu,rikikumira hanyuma rikitunganya. Kandi rero impishuro ntiyagumanye n'ishengero.

42 Mwibuke,Isirayeli yatambuka ijoro n'umurango, biciye ku Nkingi y'Umuriro. Iyo iyoNkingi y'Umuriro iteye intambwe, bajana na Yo. Kandi mwibuke, yar'Umuriromw'ijoro, ikaba Igicu ku murango. Rero yarashobora kuza ku murango cankemw'ijoro, akanya ako ariko kose. Ariko aho hose yaba iri, hariho impongano yagizwekugira ntibananirwe no kuyibona. Yari Umuco mw'ijoro, ikaba Igicu ku murango,kandi barayikurikira. Ego, mushinganta. Vya bindi nyene!

MartinLuther yarayibonye. Yakoze iki ? Yaciye asohoka muvy'igikatolika. Nonebaciye bakora iki ? Bubatse uruzitiro rutoya hirya no hino yabo, baravugabati : « Turi Abaluteriano. Iki ni co. »

HanyumaWesley arayibona ariko irava ngaho. Aragenda. Bakoze iki ? Bubatseuruzitiro rutoya hirya no hino yavyo, baravuga bati : « Iki nico. » None uwo Muco wakoze iki ? Warigiriye kandi.

Abapentekotibarawubonye. Bakoze iki ? Baciye basohoka mu vya Wesley n'ivy'Abanazarene,n'abandi. Bakoze iki ? Bubatse uruzitiro rutoya hirya no hino yavyo,bivuga bati : « Turi abanyabumwe, » na « Turiabanyabutatu. » na « Turi abunze ubumwe. » hamwe n'ivyo vyose.Yaciye ikora iki ? Imana yaciye yibandaniriza irabivamwo. Murabona ?

Ntidushoboragukora ivyo, twategerezwa gukurikira, buri munsi, buri saha y'umunsi, burintambuko y'inzira. Dutegerezwa kurongorwa n'Umwami Yesu Kristo. Tutarongowe naWe, duca dufata ubuzima bw'idini. Kandi ubuzima budakurikira Kristo buri munsintibubereye.

43 Umuntu abaumukristo kw'Iyinga, kandi akaja kw'ishengero, akiyicarira ngaho yiyumvira koagaba ishengero kubera akora iki na kiriya, hanyuma kuwa mbere akiba kandiakabesha. N'abagore bagenda ku musenyi wa leta, hamwe na—n'aho hanze mumabarabara bambaye impuzu ziteye isoni!

Ndiyumviraku—ku mugore w'umukuru w'igihugu, ntiyigeze yisiga amarangi, mu kuja imbere yapapa; hanyuma agarutse agakwiragiza iyi nyimosho y'ukuvyimbisha umutwe kubagore bo mu gihugu. Hamwe n'ayo makanzu yose, ayo iyo yibungenze, buri mugorewo mu gihugu ubu ashaka kwambara imwe muri bwa bwoko bw'impuzu z'abibungenze.Ukwo n'ukuri. N'akarorero. Kandi barazi ko abo bantu bobikoze. Batora impwemuy'isi. Kandi ivyo sivyo mw'Ishengero ry'Imana nzima.

Abagore bategerezwa kuraba Yesu Kristo.Mwategerezwa kuraba Sara n'abandi bo mw'Isezerano rya Kera.

44 Rero, bagiraivyo kugira…Nariko ndavuga ubutumwa irindi joro, ahantu kanaka, ku bijanyen'abagore kwubaha abagabo babo. Kwubaha ? Ego. Ico kiri mu muhangow'ukwubakana kuva kera. Ariko nta co bazokora. Oya, mushinganta. Baba muriAmerika, kandi barabikumvisha. Ntibazokwubaha. Ariko igihe cose

utabikora,ntusubire kugerageza kwiyita umukristo, kuko nturi we. Ntaco bitwaye ukwowotamba canke ukavuga mu ndimi, namba utubaha umugabo wawe, uri hanzey'ubugombe bw'Imana

Umugoreyambara amabutura kandi agakora ivyo bintu akorera mw'ibarabara, ntiwiyiteumukristo. Ushaka kugira isi kandi ukaguma wumiye ku ntahe yawe. Ivyontushoboye kubikora mu kubaho kw'Imana, igihe uzi neza gukora neza kurusha aho.

45 Rabaneza : « mwaratobowe mu gutwi, » mwarashizweko ikimenyetso, ahorero ntimuzokwigera mwumva. Mwibuke, ico n'ikimenyetso co kwugara amatwwi.Ntimuzosubira kuvyumva na rimwe. Ntimuzokwumviriza. Ntimuzokwigera mushobora narimwe, kubikora kandi.

Oo!« Ivyo ntavyizera. » Oo, mugenzi! « Ntumubwire.Aravyizera. » Oya. « Akubwira neza na neza… » Ntavyo azi. Guteu—umupfasoni yoshobora…Nimwibaze, ukuntu umupfasoni yoshobora…

Nk'uko navuze kuw'Iyinga, ku mugoroba wo kuw'Iyingauheze, haraheze indwi kur'uyu mugoroba, ku « kimenyesho gitukura »,ukwo umuvuduko w'abagore wahindutse mwiza kurusha ukwo woba warigeze kumera.Rero, nta na kimwe—nta na kimwe nagiriza abagore, rero, ni gusa…ariko ukwoarongora ivyo. Murabona ? U…Yafashe iyo nzira, kugira yishire mubigeragezo, nka kumwe kwa Eva yashirwa imbere y'igiti.

46 Buri muntu,buri muhungu aje ku Mana, ategerezwa guca mur'ico gihe c'ugupimwa. Iki n'igihec'abagore, muri iki gihugu, niho ategerezwa gucishwa mur'ukwo gupimwa. Nambaashobora kuba umugore mwiza cane, akigenza nka mushiki wacu, imigisha y'Umwamiiri kuri we. Ariko igihe ashoboye gushika aho—aho amenya ibi, hanyuma akiyerekana,vyerekana mu buryo ntayegayezwa ko afise i—impwemu mbi kuri we. Ntashaka kubaukwo, ntavyo nibaza, benshi muri bo ntavyo baba bashaka. Ariko ntibabibona.

Mwoshoborakumbwira ko umugore w'ingeso nziza, yiyumvira neza, yoshobora kwambara utwoduhuzu dutoya bambara aho hanze mw'ibarabara ?

Ndafiseabakobwa babiri bakiri bato bicaye hano. Sinzi ico abo bana bazovamwo.Ndabasengera gusa. Abana, uno munsi, sinzi…Sinshobora kubivuga. Sinzi.Ntibafise urucanco rwo kudashikirwa n'ivyo. Bategerezwa kuzohagarara n'amaguruyabo abiri imbere ya Yesu Kristo, bakishura. Ntibashoboye kwinjirakubera…kubera ivyo nizera, n'ivyo nyina wabo yizera. Sinzi ivyo bakora. Arikovy'ukuri ndizera, muri iyi saha, ko hamwe abo bakobwa boja mw'ibarabara,bambaye izo mpuzu, hanyuma umuntu akabatuka, mur'ubwo bwoko bw'impuzu, sinizerako hamwe noshobora kuronka iryo bakwe, ko nokwigera ncira urubanza uwo mugabo.Ukwo n'ukuri. Nocira urubanza abo bakobwa. Nta burenganzira bari bafise bwogukora ivyo.

47 Nimwumvirize. Namba umuntu yiyumvira, hanyuma bakigisha ngo :« Umuntu ntaco asumbije igikoko. Ava mu bwoko bw'ibikoko. » Kandiraba, rero, mumushira ngaho nka…

Murashiraimbwa ingore ikiri nto igihe kanaka, mu ruzitiro, hamwe n'ibindi vyose, kuberaiyo ngore ikiri nto iba iri muri iyo mero ; ingurube, inka, buri kindigikoko cose. Rero namba turi ubuzima bw'igikoko, ubwo turi, igihimba c'umubiri.Rero iyo umugore yiyerekanye nk'uko, aba ariko aremeza ko arico kimwe n'icoirya mbwa ntoya iri, canke co kimwe, neza na neza, kuko ntiyari kuba arikoarakora ivyo. Arabizi. Kameremere karamwigisha ko umugabo aza kumuraba. KandiBibiliya ivuga iti : « Uwo wese azoraba umugore akamwipfuza abayamaze gusambana na we mu mutima wiwe. »

48 Ivyo bizanaigihe c'ugupimwa. Kandi umugwanizi arashariza abo bagore, akabambura,akabahagarika ngaho, kugira abahe igipimo. Bagabo, hindukiza imitwe yanyu.Nimube abahungu b'Imana. Bagore, nimwambare nk'abakobwa b'Imana. Ntimuzemwagirizwe ubusambanyi hariya hirya kuri wa munsi.

Hamwe uyomugore, ntaco bitwaye ukwo yoba ari inzirakarengane…Arashobora kuba ata nakimwe kibi yakoze, ata n'uko yoba yarakigize mu ciyumviro ciwe ko yogikora.Ariko iyo uyo munyavyaha aravye iyo shusho y'ubwiza y'uwo mugore (azi kw'ariumugabo, kandi igitsina gore kiri mu…duce ndemamubiri tw'umwe, igitsina gabonaco mu tw'uwundi.), kandi uwo munyavyaha azobibazwa ku munsi w'urubanza :Ninde yabikoze ? Ninde atsindwa n'urubanza ? Si we. Mwebwe. Ahowabaye umunyangeso mbi.

49 Nimurabe iki gihugu. Cahora ki…igihe ba—bagira amakanzu agera ku mavi abagore bambara,twategerezwa gutuma i Paris kuyatorayo. Uno munsi, Paris ituma ino kuyatora.Kiracafuye cane gushika aho Paris idashobora kugishikira. Ni vyo. Vyose…Kuberaiki ? Barataye Ubutumwa Bwiza. Kubera iki ?

Paris nta bwo yarifise. N'ibice ijana kw'ijanavy'abakatolika. Abaporoti ntibashobora n'ukwinjirayo. Nimurabe Billy Graham.Nibaza ko harigo gusa abakristo amajana atandatu muri Paris, ku mamiliyoni,abakristo amajana atandatu, Abaporoti. Batuzuye Mpwemu Yera. Ni gusa mu buryo ntayegayezwaAbaporoti, amajana atandatu yabo mu mamiliyoni kugwiza amamiliyoni. Ntibaronseakaryo ko kubushibura.

Ariko ababantu barafise Ubutumwa bwiza. Kandi igihe bagiye kure y'Ubutumwa n'Inkurunziza babonye igaragazwa, bakayicokora kubera inyigisho kanaka ya keray'ubumaraya yabasobekernije hirya no hino; n'umwungere kanaka yahagaze ku gicaniro, yiyumvira canekw'idolari n'itike y'ibifungurwa kurusha ukwo yiyumvira ku mushaha, abantuariko arabwira ubutumwa, ukwo n'ukuri, ivyo nivyo vyabikoze. Ubu rero ayoboyeisi.

50 Muribuka,nta gihe kirekire kihaciye, aha mw'iri hema. Narigishije ku mutwe w'amajamboharaciye imyaka mirongibiri, « Ngomba ndabereke imanakazi yaAmerika. » kandi bari bafise umugore ari ngaho, ahagararanye na yo. Ni vyoiri. Ubu bariko barayironka. Bariko bararonka ico basavye. Kandi bazoyironka.Ni vyo.

Oya.Ntibazovyizera. Oya mushinganta. Barakwumvisha neza kw'ari abanyagihugub'Abanyamerika, kandi barabifitiye uburenganzira bwo—bwo gukora mu buryo bwosebashatse. Nokwipfuje ko…

Rekandababwire. Ubu ngomba ndababwire rero. Oya mushinganta, politike ntacoizokora. Oya, mushinganta, demokarasi yaraboze, gushika kw'igufa. Iyaba yobayemu mugwi w'abakristo, yobaye ari nziza. Ariko igihe muyisize hariya mw'isi, icaicika ubwato butagira inanga. Ukwo n'ukuri.

Nimurabengaha, uno munsi. Ikintu ico arico cose coshobora gushika, kandi bazo…Ikintuico arico cose, binjijemwo politike nkeya, baca babivamwo bakoze ubwicanyi.

51 Igihe navugaubutumwa hariya, mur'iryo joro kugira ngerageze gukiza ubuzima bw'abo banababiri. Bari koko abatsindwa n'urubanza ukwo bishoboka kwose. Mbere n'uyomuburanizi yarahagurutse inyuma yanje, aravuga ati : « Nivy'ukuri. » Aravuga ati : « Sinizera ivy'uguhitana ubuzimabw'abantu. » Aravuga ati : « Hamwe mworaba neza ku ntondez'abagizi ba nabi zanyu, ninde yiciwe mu ntebe irimwo umuyagankuba cankeibindi ? Si umutunzi. Arashoboye kuronka uburyo bwo kuronka umuvugizi,n'inguvu kanaka, amanyanga kanaka acafuye, n'utu na turiya, ivyo bintuakabitangira igiturire. » Aravuga ati : « N'abana bakenye nk'abobadafise amahera akwiye yo kwigurira imfungurwa nziza, ni ben'abo bakorerwaivyo. Ni ben'abo bicisha umuyagankuba, abantu kanaka bameze nka bamwe bitwaabantu b'ibitazi, hanyuma bakamanika amazina yabo ku bazoronka igihanoc'urupfu. »

Ndavuganti : « Ubwicanyi bwa mbere bwakorewe mw'isi, n'umuhungu yishe mwenewabo, kandi Imana ntiyatwaye ubuzima bwiwe kubw'ivyo. Yamushizeko ikimenyetso,kugira ntihaze hagire umuntu n'umwe amwica. Nivyo. Uwo n'Umucamanzakaminuza. »

Kandi nabonye babakuyeko urubanza bari babaciriye. Ububazobacira urundi rubanza. Mu vy'ukuri, ubu bazoronka ubuzima, bamare imyakacumi n'umwe, bari mu kurekurwa kw'agategekanyo. N'abatsindwa. Mu vy'ukurina'abatsindwa. Bategerezwa kurungikwa mu munyororo w'ubuzima bwabo bwose, arikoubuzima bwabo ntibabubake. Nta muntu afise uburenganzira bwo kwaka uwundi muntuubuzima. Oya mushinganta. Ivyo ntavyo nizera. Oya n'ukuri.

52 Oo!Bavuga….erega ntibizera ko bari hanze y'ubugombe bw'Umwami, kubera ivyo nivyogusa bazi, nivyo gusa bashaka kwumva. Biziba amatwi ngo ntibumvirize Ukurihariya.

Niko kandina Egiputa itashatse kumenya kw'uwo mugwi w'aberanda bikumbagaza hasi waringaho wari bwo bugombe bw'Umwami. Bari gushobora gute kugomba kumenya koumusazi kanaka yaje yo, avuye mu bugaragwa, n'ubwanywa burereta nk'uku, hanyumaakavuga ati : « Farawo, nje mw'Izina ry'Uhoraho. Rekura abana biwebagende. »?

Farawo aravuga ati : « Inde ?Jewe ? Nimumuterere hanze. » Murabona ? « Jewe ? »

« Nutabikora, Uhoraho Imana araza gukubita ikigihugu. »

Kandiati : « Ico gitandero c'umutama, nimumusubize hanze ahantu kanaka.Nimumureke agende. Izuba risa nk'uko ryamuturiye ubwenge bwiwe. »Murabona ? Ariko vyarazanye urubanza, kubera uwo mugabo yari umuvugishwakandi yari afise UKU NIKO UHORAHO AGIZE. Ukwo n'ukuri. Ntibashatse kuvyizera.Uburoma ntibwagomvye kuvyizera, na bwo nyene, ariko vyarashitse nk'uko nyene.

53 Isirayelintiyagomvye kwizera ko Uwo yari Mesiya. « Gute uwu mugwi—mugwi w'abanyagalilaya woshobora…? »Baravuga bati : « Mbega aba bose s'abanyagalilaya ? Bavuyehehe ? N'isinzi ry'abantu bwoko ki agendana nabo ? Abakene ruhebwabashobora gukoranira hamwe, ni wo mugwi yifatanya nawo. Ni bo baza kumwumviriza,n'abantu bakenye, abo bantu ataco bazi. Ntibatowe. Ntibari—s'abanyabwengenk'uko turi. N'umugwi ukenye. » Muravyumva babivuga ku vyerekeye ibikoranevy'umuvyuro mur'iyi minsi. « N'ubwoko ubwahe bw'abantu babumviriza ?Ni bande baja mur'ivyo bikorane ? N'abantu bameze gute ? »

54 Narumviseumugenzi avuga, nta gihe kinini giheze…Emwe, yasa n'uko…Yari umugabo wa mama waHope. Nariko ndamubwira ibijanye n'umubatizo wa Mpwemu Yera. Aravuga ati :« Rero, ninde yokwizera ikintu nk'ico, kiretse umugwi kanaka nk'umwemufise hariya ? » Aravuga ati : « Murazozana uyu

cankeuriya, umudandaza wo ngaha mu gisagara, w'umubisha nk'uko abandi bose bari,avuge ko yaronse Mpwemu Yera, nzoca ndavyizera. »

Ndavuganti : « Ntubabare. Ntazokwigera abivuga. » Uwo mugabo yaciyeapfa ubwo nyene, adafise Imana. Murabona ?

Mwiyubare ivyo muriko murakora. Mwiyubare ivyo muvuga.Mukeneye ubuzima bubereye Ubutumwa Bwiza. Nivyo.

55 Isirayelintiyavyizeye, uwo mugwi w'abantu. « Uwo musazi, yitwa Yesu w'i Nazareti,yavutse, » bibaza ko : « ukuvuka kw'ikivyarwa. » Kandiabantu baravyizeye. Kubera bavuga bati : « Ivyo sivyo vyiwe. Erega,se wiwe ni Yosefu, kandi Mariya yaronse uwo mwana imbere yuko ban…Yavutse,erega, n'ikivyarwa. None We ari iki ? Umusazi gusa. N'umwe muri bwa bwoko bw'abagabo batangaje. Ntimuje kumwumviriza. »Bakoze iki ? Bariko bararungika imishaha yabo i kuzimu. Bararaba…

Yesu yavuzeati : « Nimubareke. Hamwe impumyi yorongora iyindi mbega zosentizogwa mu cobo ? » Ukwo n'ukuri. Ntibabimenye. Ntibari kuvyemera.Ntibari gushobora kubikora.

Ntibarigushobora kubona ukuntu abantu basanzwe bafise ubutumwa busanzwe, bwogushiburwa, bari gushobora gutuma ihanga rikomeye rihinduka umusaka. Ubu reroni mwumvirize. Ivyo ntibari bashoboye kubitahura : Umugwi w'abantu atacobamaze, basanzwe, bo rugero rwo hasi. Murazi, Bibiliya ivuga iti :« Abantu basanzwe bumviriza Yesu banezerewe. »

56 Narumviseikintu kanaka gitoya cashitse muri Mexico, nta gihe kinini giheze. IntwazangaboValdena, uwatoranijwe n'Imana, Umuco waratse mu nzira yiwe incuro imwe, murikimwe mu bikorane. Uwo mugwanyi ahambaye w'umukatolika, umwe mu ntwazangabozihambaye cane zo muri Mexico, yaraje aciye bugufi ku gicaniro arakiraumubatizo wa Mpwemu Yera. Aca asubira muri Mexico. Yagumye andirira ko nojayo.Mu nyuma narafashe ingingo yo kujayo. Umwami aranyobora; ndaronka iyerekwa,ndaribwira umugore wanje. Ndajayo.

Amaze kugenda, we nk'uko ari umwe mu ntwazangabozikuru zabo, intwazangabo y'inyenyeri zine, yaragiye ku kirindiro gikuru, munzego. Kandi bo, ba-baragwanya cane abaporoti hariya, murabizi. Rero bari baziko kizoba igikorane giteye ubwoba, niho yagendayo ararondera abasoda barindaumutekano.

Kandi igihe babigira, u—umuzezwashengero, umwe mubazezwashengero bahambaye b'Ishengero Katolika, yaraje kuri we, ku mutware, aravugaati : « Mushinganta, numvise ko muriko murazana hano uwutariumukatolika. »

Aravuga ati : « Ego. Ivyo bitwayeiki ? »

« Erega, » aravuga ati :« Ntimushobora kwakira umuntu nk'uwo ngaha. Ubu butegetsi ntibwigezebukora ikintu nk'ico. »

57 « Ariko, » aravuga ati : « ubu twagikoze. »Aravuga ati : « Erega, » aravuga ati : « urya mugabon'umuntu azwi neza. Narumvise ko ibihumbi n'ibihumbi biza iwe kumwumviriza.Intwazangabo Valdena, n'umugenzi wanje wo ku mutima. » Aravuga…Kandiyarafise…N'umukuru w'igihugu ubwiwe n'umuporoti, murabizi, umumetodiste. Nihoyavuga—aravuga ati : « Uwo mugabo n'umuntu azwi neza, mu vyo noba nzivyose. » Aravuga ati : « Intwazangabo Valdena yo ngaha,yahindukiriye Imana biciye kur'uyo mugabo. » Aravuga ati :« Erega, n'umugabo, mu vyo noba nzi vyose, azwi neza. » Aravugaati : « Abantu ibihumbi n'ibihumbi bavuga ko bazozakumwumviriza. »

Hanyuma uwo muzezwashengero aravuga ati :« Mbega n'abantu bwoko ki, mushinganta ? Ibitazi gusa. Ni bobagenda kwumviriza umuntu nk'urya. »

Uwo mukuruaravuga ati : « Mushinganta, mumaze imyaka amajana atanu mubafise,kubera iki ari ibitazi ? » Ivyo vyari bikwiye. Ivyo birakurahoikibazo. Oo, bagenzi! Ivyo birabahongora amashingwa. Ego, mushinganta. Egome.

58 Mu nyumaigihe rwa ruhinja rutoya rwazuka mu bapfuye, naratumye intumwa kur'uyo mugabo.Uwo mupfasoni yariko avuga mu Kiesupanyole, ati : « Umwana yapfuye mugitondo, isaha zitatu. » Kandi imvura yariko irasegenyuka. Twaronkank'ibihumbi cumi vy'abahindukirira Imana, buri joro.

Ku mugoroba w'umunsi w'imbere y'aho, umutama w'impumyiyari yahumutse ku gicaniro. Oo, ibitambara n'inkofero bingana n'iri hema incurozitatu canke zine birunze ngaho. Hanyuma nda…

Banyururukirije ku migozi, kugira banyinzize kur'ico gicaniro.Naratambutse ngaho nca ntagura kuvuga ubutumwa, mu kwizera.

Billy araza aravuga ati : « Data, urazagutegerezwa gukorera ikintu kanaka, urya mugore. » Aravuga ati :« Mfise abicarika abantu amajana atatu bahagaze harya. Ntibashoboraguhagarika urya mugore muto

muto, apima hafi ibiro mirongitanu. » Umugoreakiri muto, mwiza, areha nko gushika ngaha, Oo, vyarashoboka ko ar'umwana wiwewa mbere. Novuga ko yarafise imyaka mirongibiri n'itatu canke mirongibirin'itanu.

59 Kandiyarahagaze ngaho, n'imishatsi yiwe ijondagira hasi, afise akana gatoya. Kandigutera intambuko yinjira mur'uyo murongo. Abagabo bakamusunikira inyuma.Yarurira hejuru yabo, n'uwo mwana ku bibero vyiwe, ukwo biri kwose, agacahagati mu maguru yabo, canke ikindi kintu. Baramutora hariya imbere, kandi bigasabwako bamusunura bamukura ku gicaniro.

Kandintibari bafise ikarata yo gusengerwa n'imwe yo kumuha. Aravuga ati :« Hamwe nomureka aze ngaho, Data, afise urya mwana yapfuye mu minwe,adafise ikarata yo gusengerwa, kandi… » Aravuga ati : « Abandibahagaze ngaho, bamaze iminsi ibiri canke itatu bahagaze ngaho, mur'iyo mvuran'izuba. Nciye ndamureka akaja imbere yabo, » aravuga ati :« biza guca bitera a—akajagari ngaho. »

Ndavuga nti : « Ivyo ni vyizacane. » Mwene Data Moore yari ngaho, kandi ameze nk'uwufise ubuhanzank'uku kwanje. Nca ndavuganti : « Ntaza kumenya uwo ari we, hariho abantu benshi. »Ndavuga nti : « Rungika… » Kandi—kandi bene Data babiri, umwemur'abo bene Data ava ngaha mw'ihema, ubu yarigiriye mu Bwiza, sinibuka izinaryiwe mur'aka kanya, ariko, yari yarungitswe hariya. Rero ndavuga nti :« Mwene Data Moore, manuka, usengere urya mwana. Ntaza kumenya uwo ari we,kw'ari jewe canke wewe. We gusa nugende. Kandi ntashoboye kuvugaIcongereza. »

Hanyuma mwene Data Moore aravuga ati :« Neza cane, mwene Data Branham. »

60 Atangurakumanuka. Ndavuga nti : « Ndiko ndavuga, da… »Nca mbona umwanamutoya, umwana mutoya w'Umunyamegizike ahagaze imbere yanje, ariko aratwenga.Ndavuga nti : « Nimuzane uwo mugore akiri muto hano. »

Billy aravuga ati : « Sinshobora kubikora,Data. Ara… »

Ndavuga nti : « Nabonye iyerekwa,Billy. »

Aravuga ati : « Oo, ivyobiratandukanye. »

Rerotwaraciye inzira mu mugwi w'abantu turamuzana imbere. Yaraje ngaho, agwa kumavi yiwe, n'ishapure yiwe mu minwe. Ndavuga nti : « Haguruka. »

Rero ndavuga nti : « Data wo mw'Ijuru,mur'aka kanya sinzi ivyo uza gukora. Sinzi ko woba ugomba ko nshimisha uyumugore mu gusengera uyu mwana, canke ibiki. Ariko, » Ndavuga ati :« Ndambitse ibiganza vyanje kur'uyu mwana mutoya, mw'Izina ry'UmwamiYesu. » Nka kwa kundi nyene nakorera mwene Data Way, arambaraye ngahohasi, yapfuye, uwundi munsi. Hanyuma uburengeta buranyiganga, ako kana gatoyakakaca gatangura kurira. Kandi kaciye kagasubira mu buzima bwako. Igihe…

61 Nararungitseintumwa, mwene Data Espinosa, ko yojana na we ku muganga, akazana impapurozashizweko indahiro ko yari yapfuye zivuye ku muganga. « Uwo mwanayapfuye. » Hari nk'isaha zine mur'iryo joro. « Yapfuye isaha zitatu,mu biro vyiwe, yishwe n'umusonga. » Araronka ijambo ry'indahiro rivuye kumuganga.

Ibinyamakuru ntivyari bishoboye kuguma bibihoze,murabizi, rero bategerezwa kuza. Barambajije ibibazo. Hanyuma barambwira,arambwira ati : « Wibaza ko aberanda bacu boshobora gukora ivyo, nabo nyene ? »

Ndavuga nti : « Iyaba ari bazima. »

« Oo, » ntushobora kuba umwerandautarapfa. » Ngw'ivyo rero. Murabona ? Kandi abantu…

62 Mwarabonye,uwundi munsi, aho bari bafise wa mubikira bavuga mu kinyamakuru ?Umweranda mushasha yapfuye, Oo, haraheze imyaka ijana canke ikintu kanakank'ico, kandi bamugize-ubu baramuhaye izina ry'umweranda kandi bamugizeumweranda. Kandi bavuga ko-ko yazutse mu bapfuye kandi agasengera umuntu kanakaagwaye leyukemiya, sivyo ? Vyari murikimwe mu binyamakuru. Nimwibaze uko bagerageza kuvuga ivyo, mu gihe harihoben'ivyo incuro amajana n'amajana hano nyene imbere y'abantu. Ivyon'ibiki ? N'ibintu vyo kurondera kwinjiza ishengero ry'abaporoti muri vyo,murabona, kurituma ryiyumvira ikintu kanaka.

Kandi rero ibikorwa vy'ukuri vy'Umwami, aho vyashingiweintahe mu buryo butunganye, bikemezwa, ntibubahuka kuvyandika mu kinyamakuru.Ngw'ivyo rero. Bararonka ubutumirere bakabushibura. Ego mushinganta.

Ntibashobora gutahura ukuntu Ubutumwa bworoshe, abantu basanzwe, koguhakana ikintu nk'ico vyobatuma baja ikuzimu.

63 Umugoreumwe yarambwiye, Grants Pass, wo muri Oregon, haraciye igihe gitoya,

umukobwaw'umukatolika yaje hariya kucirakwiteka no kwandika. Yari umwanditsiw'ikinyamakuru, afise ipaki y'isigara mu minwe. Aca avuga ati :« Ngomba kuvugana na we. »

Ndavuga nti : « N'ibiki ushakakuvuga ? »

Aravuga ati : « Ngomba kubabaza ibibazobikeya kuvyerekeye uku gusenga kwanyu. »

Nca ndavuga nti : « Ushaka kubazaiki ? »

Aca avuga ati : « N'ubwahe bubashabubatera gukora ivyo ? »

Ndavuga nti :« Mw'Izina rya Yesu Kristo, biciye ku muhamagaro w'Imana. » Acaabandanya yerekana akagaye. Ndavuga nti : « Rindira gatoya. »

Aravuga ati : « Hamwe noba ntegerezwakwifatanya n'uwo mugwi w'ibitazi uri ngaho, » aravugaati : « sinogomvye no kugomba kuba umukristo. » Aravugaati : « Kandi hamwe bo…Bavuga ko abo bantu bazoganza isi umunsiumwe. » Aravuga ati : « Ndizigiye ko ntazoba ndingaha. »

Ndavuga nti : « Ntubabare.Ntuzobamwo. » Ndavuga nti : « Wewe…ukwiye kubabazwan'ivyo. »

« Kubera iki, » aravuga ati :« ukwo gushishimuka n'ugusemerera kwose! »

Ndavuga nti : « Kandi wivuga ko uriumukatolika ? »

Aravuga ati : « Ndiwe. »

Ndavuganti : « Woba waramenye ko ya sugi ihezagiwe Mariya yategerezwakuronka Mpwemu Yera no kuvuga mu ndimi, igatamba muri Mpwemu, kurya nyenebabikora, imbere yuko Imana imwakira ? Mu mwita nyina w'Imana. »

Aravuga ati : « Ubwo n'ubujuju. »

Ndavuga nti : « Rindira gatoya. Nda… »

« Sintegerezwa kuraba muri Bibiliya. »

Ndavuganti : « None uzomenya gute ivy'Ukuri n'ibitari vyo ? »

Aravuga ati : « Mfata ijambo ry'ishengeroryanje. »

Ndavuganti : « Iri n'Ijambo ry'Imana. Ngw'iri riri hano. Ndagutegetsekuriraba. Kandi Mariya yari kumwe na bo hariya mu Cumba co hejuru, araronkaumubatizo wa Mpwemu Yera nk'ukwo abandi bose bamuronse. Hanyuma mukamwita nyinaw'Imana. » Ndavuga nti : « Mugaca mwita abo : 'Umugwiw'imicafu, ibijongororwa.'? » Ndavuga nti : « Ntubabare.Ntuzobayo. Ntutegerezwa kubabazwa cane n'ivyo, namba ari ivyo gusa ufisevyokubabaza. Vyoba vyiza ubabajwe n'umushaha wawe bwite w'umunyavyaha,mukobwa. » Nca ndamureka aragenda.

64 Ubu reronimwiyumvire kur'ibi vyose, vyoroshe. Imana yaravyoroheje cane.

Gute Ahabu, gute Yezebeli, gute abo bantu biyumvira koEliya yari umurozi, biyumvira ko yari uwusenga imizimu, bari gushoboragute… ? Mbere na Ahabu yaravuze ati : « Ng'uyu umwe ateje ibivyago vyose kuri Isirayeli. »

Aravuga ati : « Ni wewe uwateje ivyagoIsirayeli. »

Iryo hangaryari gushobora kwiyumvira gute ko gushibura ubutumwa bw'umugabo yuzuye ivyoyamu maso nk'uko, atambaye impuzu z'abaherezi, n'ibindi, vyoba urubanzarwaryo ?

Egiputa yari gushobora gute, ubuyobozi bw'isi,abafarawo, n'abo ku rugero rwo hejuru n'abanyacubahiro… ? Isi ntirongeragushika kur'urwo rugero kandi, mu bushakashatsi no mu bindi. Bari gushoborakwiyumvira gute, ko gushibura umuvugishwa ashaje w'imyaka mirongumunani,n'ubwanwa burereta hasi, umushatsi w'imvi, atambuka adida imigere ngaho, yariyarahunze ? Akaza ngaho afise ubutumwa, ati : « Kimwe urabarekurabagende, canke Imana isambure iki gihugu. » Farawo yari kubishoboragute ? « Uzonyubaha ga Farawo ? »

65 Farawoaravuga ati : « Kwubaha ? » Oo, we, Farawo! « Kandiumugabo ashaje, umutama kanaka atubaha amategeko, » bariyumvirabati : « kwanka umugabo nk'uyo vyotuma igihugugisambuka ? » Ariko vyaragisambuye. Oo, bagenzi!

Reka duhagarike, turuhuke akanya iminota mikeya ducedusenga, kandi twiyumvire. N'uwahe munsi turiko turabamwo ? Turihehe ? Mu kindi gihe ca none, c'ubushakashatsi. Vyoba vyiza twiyumviye.Birashoboka ko hamwe mwohagarara, hamwe abantu bohagarara kugira basengebakiyumvira akanya gatoya, bokwiyumva neza, bahejeje kubikora. Ni vyo.

Umukristo si igikoresho canke ubwoko kanaka bw'urupfunguruzo rw'ivyuma vy'umukorere uhambaye w'ikidini. Ukwo n'ukuri. Umukristo s'ubwoko kanaka bw'igikoreshobutuma gituma ukwitunganya kanaka kw'ikidini kubandanya gukora. Umukristo, uwos'umukristo. Umukristo n'ukuba uwusa na Kristo. Kandi umukristo ntashobora kubaumukristo gushitsa Kristo yinjiye mu muntu, ubuzima bwa Kristo muri we. Ahorero bica bivyara bwa buzima Kristo yabaho, mugaca mukora ivyo Kristo yakora.

Ndiko mvugaku bijanye n'iki ? Imigenderanire y'umuntu ku giti ciye na Kristo.N'ibiki ? Mbega ubuzima bwanyu burabereye Ubutumwa bwiza ?

Ubu rero ndiko ndagerageza gushiraho uru rufatiro,kugira ndabereke ko abagabo n'abagore, bari abagore n'abagabo bazwi…

66 Bibiliyaivuga…Mwarabibonye ? Mw'ijoro ryo kuw'Iyinga uheze, ko hariho ikintukanaka nibagiye kwongerako, Itanguriro ikigabane ca 6 ku murongo wa 4.« Abo bagabo batwara abo bagore, nk'abagore babo, bari abagabo ba kera,bazwi. » Abagabo bazwi, vyaravuzwe ko bokwongeye kuza kandi. « Nk'ukovyari biri mu minsi ya Nowa, niko bizoba mu kuza kw'Umwana w'umuntu. »« Abagabo bazwi batwara abagore, » atari abagore babo,« abagore ; bakurikira imibiri itamenyerewe. »

Nimurabe muBwongereza, haraciye indwi zibiri. Nimurabe muri Amerika. Nimurabe ahantu hose,huzuye ubusambanyi. Abantu bahambaye, inzego zihambaye zo ku rwego rwo hejuru,bazana ibitetereza ku gihugu, biruka inyuma y'abagore. Wa mugabo ahambayehariya mu bwongereza, umuntu kanaka ameze nk'umwami w'intambara, emwe,mwarabibonye, yarafise umugore mwiza. Ifoto yiwe yari ngaho, imaninitse.Nimurabe uyo mumaraya w'umurusiya, ariko yari yambaye impuzu zerekana umubiriwiwe, aca ariterera ngaho, kugira yerekane umubiri wiwe wa kigore. Hanyuma uyomugabo bica biramugwisha.

Icodukeneye uno munsi n'abahungu b'Imana. Dushaka abagabo mu butegetsi, b'abanab'Imana. Ukwo n'ukuri. Rero, umwami mwiza yubaha Imana yohagarika ubu bupfubwose. Nta vy'ukwikwegerako vyobayeho. Nk'uko Dawidi yabikoze, yarabihagaritse.Ni vy'ukuri yarabikoze, kuko yari umwami. Kandi hariho gusa…

67 Uburyonyakuri n'uko Imana iba Umwami, kandi Imana ituma umuvugishwa. Mbega Samwelintiyababwiye imbere y'uko baronka umwami ? Yavuze ati : « Imanan'Umwami wanyu. Noba narigeze kubabwira ikintu na kimwe mw'Izina ry'Uhorahokitashitse ? »

Baravuga bati : « Oya. Nivyo. »

« Noba narigeze kubasaba amatunguyanyu ? »

« Oya. Ntiwigeze udusaba amatungo yacu. »

« Sinigeze ndababwira ikintu na kimwe kitariic'ukuri, imbere y'Uhoraho. » Aravuga ati : « Imana n'Umwamiwanyu. »

« Oo,ivyo turabibona. Kandi turazi ko uri umuntu mwiza, Samweli. Turizera ko Ijambory'Uhoraho rikuzako, ariko naho biri uko, dushaka umwami. »Murabona ? Ivyo nivyo baronse.

PentekotiYashatse idini, ukwo biri kwose. Yararironse. Ukwo n'ukuri. Yashatse kubank'ayandi mashengero yose. Niko muri. Nimubandanye, ivyo, ivyo nivyo bisabwa.Ariko Imana n'Umwami wacu. Imana n'Umwami wacu. Ego, mushinganta.

68 N'ibiki ? Ni kubera abantu, nk'uko bakoze mu minsi ya Kristo,nk'uko bakoze muri buri gihe, barondera ivyireguzo. Bafise zi nemera zabobwite. Mwoshobora kudashaka kuvuga muti : « Na—naguze inka, nonengiye kuraba ko i—izokora canke itazokora, canke kwitanga amata, canke—cankeubwoko ubwahe ifise. » Murashobora kuba mudafise ivyo vyireguzo.

Ariko ng'ubu ubwoko bw'ivyireguzo abantu bashoborakuvuga : « Ndi Umupresbyteriyano. Ivyo ntituvyizera. NdiUmubatiste. Ntitwizera ibintu nk'Ivyo. Emwe, nd'Umuluteriyano. » Emwe,ivyo nta na kimwe bihuriyeko na Co. Ivyo ntibisigura kuri umukristo. Ivyobisigura ko ur'uwo mu mugwi w'abantu witunganije. Kandi ur'uwo muhariw'Abaluteriyano, umuhari w'Ababatiste, umuhari w'Abapentekoti. Nta kintuIshengero rya Pentekoti kibaho. Nta kintu Ishengero Batiste kibaho. Ni umuhariwa Batiste, umuhari wa Pentekoti, umuhari w'abapresbyteriano.

Ariko hariho ishengero rimwe gusa. Kandi hariho uburyobumwe mushobora kuryinjiramwo, iyo nayo n'Ukuvuka. Muvukira mw'Ishengero ryaYesu Kristo, umunywanyi w'Umubiri wiwe, abaserukizi ba Mpwemu b'Ijuru. Kandiibimenyetso vyerekana ko Kristo ari kumwe na we, aba muri wewe.

69 Bakristo,Oo, mutegerezwa kugira imigenderanire y'umuntu ku giti ciwe n'Imana. Kugira ubemu umuhungu w'Imana, utegerezwa gucudika n'Imana. Itegerezwa kuba So wawe,kugira na we ube umwana wayo. Kandi n'abahungu n'abakobwa bayo gusa bakizwa,s'abanywanyi b'ishengero, ariko n'abahungu n'abakobwa. Hariho ikintu kimwe gusakizotanga ivyo, n'ivuka rya kabiri. Ivuka rya kabiri niryo rizotanga

ubucuti kuMana. Nivyo ? Abahungu n'abakobwa. Rero iyo ivyo bishitse, aho reroabantu…

Ngw'ikiikibazo ngomba kubazanira. Umuntu aravuga ati : « N'iki twokora reroinyuma yo kuvuka ubwa kabiri ? » Benshi barambaza ico kibazo :« Nokora iki kindi, mwene Data Branham ? » Namba waravutse ubwakabiri, kamere yawe yose yarahindutse. Warapfuye ku bintu wahora wiyumvira.

70 « Emwe, » muravuga muti : « Mwene Data Branham,igihe nifatanya n'ishengero, naramuronse. »

Emwe, rero, igihe Imana yavuga iti : « YesuKristo ni wa Wundi nyene, ejo hahise, uno munsi, n'ibihe vyose. Aracakizaabagwaye. Aracerekana amayerekwa. »

« Ariko mwene Data Branham, ishengeroryanje! » Rero, nturavuka ubwa kabiri. Murabona ? Ntushoboye kuvuka;kuko, namba ya Mana nyene, namba Ubuzima bwayo buri muri wewe, nka kuryakwa…uri mu…buzima bwa so wawe, kandi, namba bwa Buzima nyene bw'Imana buri muriwewe, ya Mpwemu nyene yari muri Kristo, muri wewe, gute Mpwemu yari muri Kristokandi yanditse Ibi, mu nyuma yogaruka muri wewe ikabihakana ?Murabona ? Ntishoboye kubikora. Izoheraheza buri Jambo ko ariko riri.

Rero, hamwemwovuga muti : « Erega, nd'umunywanyi mwiza w'ishengero. » Ivyonta na kimwe bihuriyeko n'Ivyo.

Ndazi abapagani. Hariya muri Afurika, muri bene Datab'abirabure hariya, nasanze ingeso z'abo bantu ziri hejuru kurusha—kurushaibice mirongicenda vy'Abanyamerika. Kubera iki, muri imwe mu miryango yahariya, iyo umukobwa akiri muto atararongorwa gushika ku myaka kanaka, cankeashikanye ubunini kanaka ata numwe aramutwara, baca bamenya ko hariho ikintukanaka kitameze neza. Baca bamwirukana. Aca yihanagura amarangi yo mu muryango,agaca aja mu gisagara, aho aca ahinduka icangazi. Iyo naho arongowe, arapimwaubusugi bwiwe. Iyo ako gafuko gatoya kerekana ubusugi kamenetse, aho reroategerezwa kuvuga uwabikoze. Bagaca babicira hamwe ari babiri. Mbega ntibokwicabenshi muri Amerika hamwe ivyo vyoba ? Murabona ? Hanyuma mukabitaabapagani ? Oo, bagenzi! Boshobora kuza kwigisha abantu, biyita abanywanyib'ishengero, uko babaho ubuzima butanduye. Ukwo n'ukuri.

Sinigezensanga ingwara n'imwe ihanahanwa biciye ku gitsina mu rugendo rwose rwo muriAfurika y'Epfo. Nta kintu nk'ico bafise. Niho muri. Murabona ? N'inzirazacu gusa zanduye zirimwo imicafu, nk'abazungu. Ukwo n'ukuri. Twagiye kure y'Imana.

71 Iyo ibibibaye, ikintu muzokora rero, muzobona ko Mpwemu iza muri mwebwe, ivuye kuKuvuka bushasha, muzokwizera kandi mukore ivyo vyose Imana ivuga mw'Ijamboryayo ko mukora. Kandi buri kintu Bibiliya ivuga ko mukora, muzogiheraheza na« amen. » Kandi ntimuzohagarara, ijoro n'umurango, gushika mukironse.Ukwo n'ukuri. Ukwo n'ukuri. Kandi mur'uwo mwanya wose, mu vy'ukuri, hejuruy'ibindi vyose, muzokwama ivyamwa vya Mpwemu.

Muravuga muti : « Nzovuga mundimi ? » Mwoshobora kubikora canke ntimubikore.« Nzosemerera ? » Mwoshobora kubikora. Mwoshobora kutabikora.

Arikohariho ikintu kimwe ata nkeka muzokora. Muzokwama ivyamwa vya Mpwemu. Kandiivyamwa vya Mpwemu n'urukundo, umunezero, amahoro, ukwizera, ukwihangana,ukwiyorosha, ubugwaneza, ukwihangana. Ingeso yanyu ntizoba iyo kuvugamuti : « Oooo!» Mwibuke gusa, igihe mugize ivyo, ivyo bituma MpwemuYera abanka agaca aja kure yanyu. Murabona ? Igihe ushitse aho ushakagushwana n'uwo ari we wese ushitseko, haba hariho ikintu kanaka kitagenda neza.Igihe ushitse aho…umukozi w'Imana asoma muri Bibiliya, ko ari bibi gukoraikintu kanaka, hanyuma, uka…Wibuke ko ata bukristo burimwo na bukeya ngaho. Ahorero, ni: « Muzobamenyera kuvyo bama. » Ivyo nivyo Yesu yavuze.Murabona?

72 Namba ari Ijambo, kandi Imana ikabayarabivuze, iyo Mpwemu iri muri wewe izohuza n'iryo Jambo, buri gihe. KukoMpwemu Yera w'ukuri azohuza n'Ijambo, kuko Ijambo n'ubuzima na Mpwemu. Yesuyavuze ati : « Amajambo yanje n'Ubugingo. » Kandi nambawararonse Ubuzima Budashira, kandi We akaba ar'Ijambo, gute Ijambo ryohakanaIjambo ? Murabona ? Imana mwoyigira umuntu bwoko ki ? Icon'ikintu kimwe kimenyesha, ko uri umukristo, igihe ushobora kwemera mu buryobunengesereye buri Jambo ry'Imana.

Kandi wisanga ukunda abantu bose. Umuntukanaka avuze ati : « Emwe, nta kindi ari atari umweranda yikumbagazahasi. » Ugaca utangura gufata…Ah! Wiyubare. Aha-aha. Wiyubare. Ariko iyovy'ukuri wisanze umukunda…Ntaco bitwaye ico bokora, uguma ubakunda.Murabona ?

73 Aho rero uca utangura gusanga ko ukwihanganakwawe kwashitse nk'aha, gushika aho kutagira iherezo. Uwo ari we wese aguma avuga ibintu kanaka kuriwewe : « Emwe, sinitaho ivyo muvuga. » Ivyo ntibibahungabanya.Hamwe vyobahungabanya, vyoba vyiza mubanje kuja gusenga, imbere yuko muvuganana bo kandi. Egome. Egome.

Ntimuje mu mishwano. Ntimukunde kuja mu mishwano;namba mukunda kubona umuntu kanaka

ahagurutse, avuga ati :« Murabizi ? Ngomba ndababwire uyu n'uriya, bakoze iki nakiriya. »

Muvuge muti : « Ubu rero, mwene Data,urateye isoni. »

Hamwemwovuga muti : « Oo, mbega ivyo ni uko bimeze ? »Mwumvirije ico gitsitaza ? Mwiyubare.

Mpwemu Yera s'ikinogo c'imicafu. Murabona ? Oya,oya. Oya, oya. Umutima urimwo Mpwemu Yera, uba wuzuye ubweranda, ugutwororwa.« Ntiwiyumvira ikibi, ntukora ikibi; wizera ibintu vyose; arihangana,ukwihangana. » Murabona ?

74 Ntushwane. Iyo umuryango winjiye mu mishwano, ntushwane na bo. Mama wawe avuze ati :« Sinshaka ko usubira kuja hariya, muri ririya shengero rishaje. Eregawewe, ico gusa wiyumvirako, n'ukureka imishatsi yawe igakura. Usa n'umunyokurukanaka yashaje. » Ntushwane na we.

Vuga uti : « Nivyo, mama. Ni vyiza cane.Ndagukunda, kwa kundi nyene. Kandi nzoguma ndagusengera igihe cosenzobaho. » Murabona ?

Rero,ntimushwane. Murabona ? Ishavu rivyara ishavu. Ikintu kimwe muzi, nukomubabaza Mpwemu Yera agaca aja kure yanyu, muzosubira gushwana. Hanyuma MpwemuYera agaca yigurukira. Ishavu rivyara ishavu.

Kandi n'urukundo ruvyara urukundo. Nimwuzure urukundo.Yesu yavuze ati : « Iki nico kizokwerekana ko muri abigishwa banje,nimwagira urukundi, bamwe n'abandi. » Ico n'icamwa ca Mpwemu Yera,urukundo.

75 Nonemurabizi ko muri abaremyi batobato, mwebwe ubwanyu ? Ivyo murabizi ?Nivyo. Mwarabonye abantu mukunda kuba kumwe. Ntimuzi igituma. N'ubwo bwokobw'ugukundana bw'uyo muntu. Ivyo mwarabibonye ? Abagwaneza, aho rero, mucamukunda kuba kumwe na bo. Ni…Bararema ico cuka, biciye ku buzima babayeho,uburyo bavuga, ikiyago cabo.

Hanyuma mwarabonye abo, igihe cose, mu—mwirinda. Igihecose, bashaka kuvuga ikintu kibi, kandi bakavuga umuntu kanaka. Muravugamuti : « Oo, bagenzi! Ng'abo baraje. Bagomba banegure umuntu kanakakaharya. Ng'uyu ari ngaha, agomba avuge uyu mugabo. Ivyo bagomba bakore vyosen'ukuvuga ibitwenza bicafuye, canke ibintu kanaka bijanye n'abagore, cankeibintu kanaka nk'ivyo. » Muranka kuba kumwe na bo. Murabona ?Bararema. Basa, n'abantu beza cane, ariko barema ico cuka.

Kandi ibintu wiyumvira, ibintu ukora, ibikorwa, ibintuuvuga, birarema icuka.

76 Ninjiye mubiro vy'umugabo umwe, ngaha mu gisagara. Kandi uyo mugabo n'umuzezwabintu,canke umudiyakoni, wo mw'ishengero ryiza. Ndinjirayo kuraba uyo mugabo kuvyerekeye igikorwa kanaka. Hariho iradiyo, iriko ivuga umuziki wa Rock-and-rollcanke twist[Intambo batamba bikura impuzu kugira biyume abariko barabarorerababipfuza.—Umw.], uwo wari wo wose, ivuga cane rwose uko bishoboka. Kandindibaza ko ngaho hari ibicapo bimanitse mirongine mu biro vyiwe, vy'abagorebari gusa. Rero, ntushobora kumbwira ukwo uri umudiyakoni, canke ukwo uriikindi kintu. Ndeka ndabe ivyo uraba, ivyo usoma, n'ubwoko bw'umuzikiwumviriza, umugwi wiyunze na wo, nzoca ndakubwira impwemu iri muri wewe.Murabona ? Egome.

Murumvaumugabo avuga ati : « Jewe nkora ibi na biriya ? Uryamugwi… » Nimwibuke gusa, sinitayeho ivyo avuga. Amajambo yiwe avuga cane.Ibikorwa vyiwe bivuga cane gusumvya ivyo ikintu ico arico cose coshoborakuvuga. Yoshobora gushinga intahe, avuga kw'ari umukristo, ata nkeka, kandibikanashika agakora ikintu kanaka. Ariko niwihweze gusa ubwoko bw'ubuzimaabayeho. Buravuga ico ari.

77 Rero,mwoshobora kwibaza kw'umuntu afise ubuzima yovuga ati : « Kwizeraivy'ugukiza kw'Imana, n'ibintu vy'inyoni. Ivyo vyari hariya inyuma mu myakayahera. Ivyo bintu nta bikiriho uno munsi. » ? Mbega ubwo n'ubuzimabubereye ubutumwa bwiza, ko « Kristo yakomerekerejwe ibicumuro vyacu,kandi mu mishishagu yiwe twarakize. » ? Muravuga muti :« Ariko ndi umudiyakoni. » Ivyo ntavyo nitayeho. Woshobora no kubauri umuzezwashengero.

Igihe numvaumuzezwashengero Sheen ariko aravuga, haraciye imyaka ibiri, ndiko ndaza;sinasubiye kumwumviriza kandi. Igihe yavuga ati : « Umuntu yokwizerakandi akagerageza kubaho akoresheje iyi Bibiliya, yoba asa n'umuntu arikoaragerageza gutambukira mu mazi arimwo ivyondo. » Umuzezwashengero Sheen,hanyuma akagaruka akavuga ati : « Ninashika mw'Ijuru, murazi ?Ninahura na Yesu, nzomubwira nti : 'Ndi umuzezwashengero Sheen,' na We azovugaati : « Oo, narumvise mama akuvuga. » Ivya gipagani, abantubarogota kuri rino Jambo. Imana igiri imbabazi. Sindi umucamanza.Murabona ?

Iri Jambo n'Ukuri. Nivyo. Kandi Mpwemu w'Imanaazomenya ico yiyandikiye We ubwiwe. Amenyekanira ku Vyanditswe vyiwe.Bi—bi—bivuga We. Namwe mumenyekanira ku kuvyizera, bigaca bibaha ukwizerakubaranga.

Ntushwanen'abandi. Kandi ntu—ntugire imishwano yo mumuryango, nk'uko nabivuze. Urukundoruvyara urukundo. Kandi ishavu rikavyara ishavu.

78 Ubu rero,reka turabe neza. Turabe Yesu, akanya gatoya. Yari akarorero kanyu. Ndizera komutararuha. Raba. Reka turabe Yesu, akanya gatoya. Yari akarorero kacu. Yavuzeati : « Kuko nabahaye akarorero, kugira ngo muze mukorere abandink'uko nabakoreye. »

Ubu reronimwihweze. Igihe yaza mw'isi, igihe hariho ukutizera kwinshi kwigeze kubahomw'isi, ntivyigeze binamuhagarika. Yabandanije avuga ubutumwa kwa kundi nyene,kandi akiza abagwaye kwa kundi nyene. Ntivyamugoye. Hariho abanegura. UyoMugabo yaraneguwe uhereye igihe yari uruhinja gushitsa apfuye ku musaraba.Vyaramuhagaritse ? Oya mushinganta. Intumbero yiwe yari iyahe ?« Kwama iminsi yose akora ivyo Se yanditse. Kwama akoraibimuhimbara. »

79 Nimurabe Yesu. Kuvuga ko twokwicisha bugufi ? Igihe Imana Yo ubwayo yahindukaUruhinja, aho yoziye mu mbetso ahantu kanaka mu nzu nziza, yavukiye hariya kukirungo c'amase mu ruhongore, mu nyana ziguma zabira. Bamutwikira mu mpuzuz'uruyoya, zari izivuye mw'izosi ry'ingogo y'impfizi. Yari umukene wa cane mubandi bakene, kandi naho vyari bimeze ukwo, yari Umuremyi w'amajuru n'isi.

Ijoro rimwerikanye, kandi ry'imvura, baravuze bati : « Mwigisha, turatahana naWe. »

Aravugaati : « Imbwebwe ziri n'imyobo, n'ibiguruka biri n'ivyari, ariko ntanuko mfise ikibanza co kurambikamwo umutwe. »

Imana Yehova, yicisha bugufi igahinduka Umuntu;ikigereranya mu mubiri w'icaha, kugira ngw'icungure jewe na wewe. Turi bandenone ? Yari akarorero kacu. Ndinde ? Nta na kimwe.

80 Narikondabwira umuntu kanaka, kur'uyu muhingamo, mu gikorane gitoya. Navuzenti : « Buri muhungu avyawe n'Imana ategerezwa gugeragezwa, ubwambere, agashishurwa. » Ndibuka igihe naronka ivyanje, canke isaha yanjeihambaye. Igihe u—igihe umuntu avutse ubwa kabiri, harihoibiko agace gatoyakangana n'urwara rwiwe, ako Imana yinjije muri we, umukorere, kagaca kagwa mumutima wiwe, kakibira kagafata. Aho rero Satani aca amusaba kuvyemeza. Hamwerero katoba kari ngaho, uba urangiye.

Ndibuka kohariya mu bitaro, nari mfise hafi y'imyaka mirongibiri n'ibiri, birashobokayari murongibiri n'itatu, nari nkiri muto. Kandi data yariko arapfirako mumaboko yanje, nanje ndiko ndavugana n'Imana nk'Umukiza. Data wanje bwiteyafashwe n'ingwara y'umutima, arambitse umutwe wiwe mu maboko yanje, nanjendiko ndamusengera; nkamubona ahindukiza ayo maso akandaba, aca arahwamira,kugira aje guhura n'Imana. Naramufashe ngenda kumuhamba iruhande ya mwene wacu,kandi amashurwe yari akiri mabisi ku mva yiwe, kandi nanje nigisha Imana ikizaabagwaye. Nakora mw'ishirahamwe ry'ibikorwa vya leta, nkorera amasenti mirongibirikw'isaha, umugore wanje na we akorera ngaha kw'ihinguriro ry'amashati;mukudufasha kubeshaho umuhungu wacu w'amezi cumi n'umunani, Billy Paul,n'umwana w'amezi umunani yarahetse.

Nabonye mwene Data Wilson aduza umutwe wiwe.Aravyibuka; Roy Slaughter na bamwe mu bakurambere.

81 Nakoze iki? Natambutse mw'ibarabara, mfise agakate mu minwe, nururutse igiti c'amatara,nca nshingira intahe abantu bose nashikako, urukundo rwa Yesu Kristo. Nkagendamu ma garaje yabo, nkabasaba ko noshobora kuhakoresha, mu kuganira n'abafundi.Nkinjirayo nkavuga nti : « Bagabo, mwoba mumaze gukizwa ?Nararonse ikintu kanaka mu mutima wanje. » Nkinjira aho badandariza imbogaku mugoroba. Nkagaruka muhira isaha umunani canke icenda z'ubuca, ndiko ndahamagaraabagwaye ijoro ryose. Sina…naricara gusa, nkahindura impuzu, nkambara impuzuz'akazi. Nkaca nicara ngaho mu ntebe, nkaruhuka gushika bukeye, nkahagurukankaca ngenda. Kandi nari nonze cane kubera ukwisonzesha n'ugusenga, gushika ahonategerezwa gusenga kugira nambare ibirato vyanje mu kwurira ku giti c'amatara.Nkavuga ubutumwa, nkavuga ko Imana ihambaye, Imana n'inyembabazi, Imanan'urukundo, ku bantu.

None ng'uyo Data, yariko arapfa mu maboko yanje. Namwene wacu arapfa, yishwe mu gihe nari mpagaze ku gicaniro, hariya kuri riryashengero ritoya ry'abapentekoti b'abirabure, ndiko ndavuga ubutumwa. Barajebarambwira bati : « Mwene wanyu yiciwe mw'ibarabara rikuru. Umudugawamugonze uramwica. » Amaraso ya mwene wabo ariko arajojotera mu mpuzu yamwene wabo, aho yamuteruye amukura mw'ibarabara rikuru. Ubwo nyene mpejeje kumuhamba, data aca arapfa. Aho rero, umugore wanje yari arambaraye ngaho.

82 Nca ndagenda, ndaza ngaha kur'iri hema. Mvuyengaha, aho kino gicaniro gihagaze, mbwira abantu, amezi atandatu imbere yukobiba, nti : « Hazoza umwuzure. Kandinabonye umumarayika afata inkoni, aca apima, imetero 1,756 uja hejuru ya SpringStreet. »

Sandy Davis n'abandi bari bicaye ngaho, baratwenga,baravuga bati : « Mu 1884, yari nk'ama cm 20,32 canke cm 25,4 ;muhungu wanje, niki cabikubwiye ? »

Ndavuganti : « Bizoba. Kuko nabonye kimwe muri vya bintu mbona, kandi nikocambwiye. Kandi bizobaho. » Kandi hariho ikimenyetso kw'ibarabara Spring,uno munsi, ku m 1,756 z'amazi. Ndavuga nti : «

Nariko ndagenda hejuruy'iri hema ndi mu bwato. » Kandi narabikoze.

Mur'icogihe, umugore wanje aragwara. Ndamusengera. Nca ndaza kw'ihema, abantu baribamurindiriye. Ndavuga nti : « Ariko arapfa. »

« Oo, n'umugore wawe, uyu. »

Ndavuganti : « Ariko arapfa. »

Naragiyeyo ndasenga, ndasenga kandi ndasenga. Kandinagomba ndamukureko ibiganza vyanje. Aca afata ikiganza canje. Aravugaati : « Billy, nzohura na we muri ka gatondo, uhagaze Hariya. »Aravuga ati : « Wakoranije abana unsanganirira kuri rya Rembo. »

Ndavuganti : « Uzoce utangura gusemerera uti : 'Bill.' Niho nzobandi. » Murabona ? Ndamuryamika hariya hepfo mu buruhukiro.

Ndataha muhira, kuryama. Kandi igihe na…Umwana mutoyaBill Paul yasigarana n'umupfasoni Broy n'abandi, agwaye cane. Umugangayararindiriye kw'apfa akanya kariko kose. Jewe ndiko ndasengera Bill. MweneData Frank aca araza aramfata. Aravuga ati : « Uruhinja rwawe rurikoruracikana, ka gakobwa gatoya kawe. »

83 Ndagenda kubitaro. Muganga Adair ntiyashaka kundeka ngo ninjire, aravuga ati :« Agwaye igituntu co mu bwonko. Uraza kucandukiza Bill Paul. » Abwiraabaforoma bampa ubwoko kanaka bw'ibintu bitukura ntwara, ubwoko kanaka bw'umutiumara ububabare, ikintu kanaka kugira batume ntekana. Ndarindira ko bava mucumba, nca ndabita ncishije mw'idirisha. Niyomvya mu muryango w'inyuma,ndamanuka mu nzu yo hepfo.

Urwo ruhinja rwari ruryamye ngaho, imbere y'ibitaro,icumba kiri ukwaconyene, isazi ziri mu maso yiwe mato mato yose nk'uku. Ndafatawa musegetera wa kera, ndirukana isazi, nca ndawumufuka. Ndafukama, ndavuganti : « Mana, data na mwene wacu baryamye hariya hirya, n'amashurwearacari ku mva zabo. None ng'uru n'uruhinja rwanje, ruriko rurapfa. NturutwareMwami. »

Yaramanukije hasi igihuzu, nk'uko yoba ivuzeiti : « Ugara umunwa, sinshaka kukwumva na gatoya. »Ntiyamvugishije no kumvugisha.

Rero,itamvugishije, cari co gihe ca Satani rero. Satani aravuga ati : «Kandiniyumvira ko wavuze ko ari Imana nziza. None ivyo biriko biragusemerezan'ibiki ? Uracari umuhungu. Raba hirya no hino mu gisagara. Buri mukobwana buri muhungu mwigeze kwifatanya na we, yiyumvira ko wataye ubwenge. Waratayeubwenge. » Aho rero, ntiyari ashoboye kubwira ko ata Mana iriho, kuko narimaze kuyibona. Ariko yambwiye kw'itanyitayeho.

84 Ndicaraijoro ryose, umurango wose. Ivyo ndabibwira Imana : « Nakozeiki ? Nyereka Mwami. Ntureka inzirakarengane ngo ibabazwe ku bwanje, nambanakoze amakosa. » Sinari nzi kw'iriko irangeza. Ariko buri mwana aje kuMana ategerezwa kugezwa. Ndavuga nti : « Mbwira ico nakoze. N'ikinakoze atari ukuvuga ubutumwa umutaga wose, ijoro ryose, nkamuha ubuzimabwanje, akanya kose ? Nakoze iki ? »

Satani aravuga ati : « Ukwo n'ukuri.Urabona, rero, iyo bigushikiye kandi warabwiye abandi bose ko wizera kw'ariUmukiza ahambaye, none ng'urwo uruhinja rwawe rurambaraye ngaho, rurikorurapfa. Yase no kwumviriza. Umugore wawe yishwe n'umusonga uterwa n'igituntu.Wavuze kw'ishoboye gukiza kanseri, none ng'Iyo. Ubu rero, uvuga kw'ari nziza,n'ukuntu ari nziza ku bantu. Nawe bimeze gute?‟

Nca ntagurakumwumviriza. Ivyo n'ukwibazabaza. Ndiyumvira nti: “Ukwo n'ukuri.”

Aravuga ati: “Yoshobora kuvuga…ntutegerezwa kuvugaIjambo, we gusa raba uruhinja rwawe, hanyuma rurabaho.”

Ndavuga nti: “Ukwo n'ukuri.”

“Kandi kurya nyene wayikoreye vyinshi, ni navyoigukoreye.”

Ndavuga nti: “Ukwo n'ukuri.” Ntangura kwiyumviranti: “Emwe, n'ibiki?” Murabona? Ibintu vyose bitangura gusambuka, iyo bishitseku kwibazabaza. Ariko, iyo bishitse kuri Iri, Iri rirashibamye. Biguma ngaho.Nari rero niteguye kuvuga nti: “Ubu rero ndabivuyemwo.”

Ariko igihe vyamanuka bigashika aho ububasha bwosebw'ukwibazabaza busambuka, aho rero vyaciye bishika kur'ubu Bugingo budashira,uku kuvuga ubwa kabiri. Vyari kugenda gute iyo kutaza kuba kuri ngaho? Ntitwarikuba twaramenyanye muri buno buryo tuzinanye mur'aka kanya. Iri shengerontiriba riri ngaha nk'uku, ibihumbi n'imimiliyoni hirya no hino kw'isi. Ariko,Imana ishimwe, niho kwari.

85 Mu nyumandiyumvira nti: “Ibiki ? Ndinde, ukwo biri kwose? Ndinde kugira mbazeKibirengeye ? Ndinde kugira, mbaze Umuremyi yampaye ubu buzima bwanjengaha kw'isi ? Uru ruhinja narukuye hehe ? Ninde

yarumpaye?S'urwanje, ukwo biri kwose. Yaramunguranye gusa, akanya gatoya."

Ndavuganti : « Satani, mva iruhande. » Ndagenda, ndambika ibiganzavyanje kur'urwo ruhinja. Ndavuganti : « Imana iguhezagire, mukundwa. Mu kanya gatoya, so wawe arazakukujana, agushire mu maboko ya mama. Abamarayika baraza gutwara agashahakawe gatoya. Nzoca nmpura na we muri ca gitondo."

Ndavuga nti : « Mwami, waramumpaye.Uramutwaye. Naho unyishe, nk'uko Yobu yavuze, naho biri ukwo ndagukunda kandindakwizera. Naho wondungika mu muriro, nzogukunda ukwo biri kwose. Ivyosinshobora kubivako. » N'uko rero.

Ukuba gusa uw'ubwenge vyari gusambuka. Arikomutegerezwa kugiranira ubucuti bw'umwihariko. Mutegerezwa kuvuka ubwa kabiri.

86 Nico gitumaabakozi b'Imana baja kure, ivyo bajejwe bihambaye n'ibindi. Baravugabati : « Nta kintu nk'ico c'ukugukiza ingwara kw'Imana kibaho. Oyanta kintu nk'ico kimeze nk'ivyo bintu. » Ntibigeze baba kuri ya sinyeranda, nk'uko nariko ndabivuga mu gitondo. Nta na kimwe babiziko. Ni guteboshobora kuvuga ko ar'abana b'Imana, hanyuma bagahakana Ijambo ry'Imana ?Mwoshobora gute kubikora, mugahakana Wa Mpwemu Yera nyene yabaguze ?

Oo,nimwibuke, Yesu yaricishije bugufi, gushika ku rupfu, ku bwanyu. Ntiyariumushwanyi. Igihe bamucira amate mu maso yiwe, ntiyabasubije mu kubacirakoamate. Igihe bamukwega ubwanywa, ntiyaciye akwega ubwabo. Igihe bamukubitaikofe ku musaya umwe, no ku wundi, ntiyigeze abakubita. Yarabasengeye, arigiraaciye bugufi. Yari akarorero ko guca bugufi.

Yari yuzuyeukwizera. Kubera iki ? Yarazi ko Amajambo yiwe adashobora gutsindwa.Yarabeshejweho n'Ijambo gushika aho ahinduka Ijambo.

O Mana ! Reka mfatishe ibiganza vyanje vyose kuMana, imbere y'aba bariko baranyumviriza. Reka mbeho nk'uko. Reka iri Jambondarihinduke, kugira jewe n'iri Jambo tube ikintu kimwe : Reka amajamboyanje abe iri Jambo ; reka uguhwekera kw'umutima wanje ; mureke abemu mutima wanje, mu vyiyumviro vyanje ; abohere ivyagezwe vyiwe ku nkingiz'ukwenge bwanje ; abibohere ku nkingi y'umutima wanje ; rekandamubone ; igihe ibigeragezo bivyutse, reka mbone Kristo ; iyoibintu bigenze nabi, reka gusa ndamubone ; iyo niteguye, hanyuma umwansiakagerageza kunshavuza, reka mbone Yesu, Yokora iki ?

87 Yariyarinjiye cane mw'Ijambo, gushika aho We n'Ijambo vyari vyacitse ikintu kimwe.Nimwihweze.

Ntiyarindagushwana. Yarazi ko We n'Ijambo ari ikintu kimwe. Yarazi ko ari Ijambo ry'Imanaryagaragajwe, kandi ko icagezwe c'Imana impera n'imperuka cokwihagiye isi. Ivyoyarabizi, Ijambo ryiwe. Yarafise ukwizera. Yarazi aho ahagaze. Ntivyasabwa koarinda guharira, avuga ati : « Hano, murashobora kuza hano. »

Umugwaniziyaravuze ati : « Rero, urabona, urashoboye gukora ibitangaza. Uraziko ufise ukwizera gukomeye. Urashoboye gukora ibitangaza. Nzokubakirainyubakwa, isumba gatatu iya Oral Roberts. Kubera abantu bose…I—ikintu kimwegusa utegerezwa gukora, nubereke. Nusimbe uvuye kuri iyi nyubakwa ngaha, ushikehasi, kubera handitswe, murabona, hati : 'Abamarayika bazokurerura kugirantutsitare kw'ibuye igihe na kimwe.' » Murabona ?

Yarazi ko afise ububasha. Yarazi ko ashoboye kubikora.Yarazi ko vyari muri We, ariko ntiyashaka kubikoresha gushika Imana imubwiyekubikoresha. Murabona ? Yashaka kw'aba ari Imana iri muri We, kw'aba ariIjambo muri vyose. Kandi ivyo yarazi ko igihe avuze ikintu ico ari co cose, kocaba ari Ijambo ry'Imana ; kandi naho ijuru n'isi vyokurwaho, iri Jamboumunsi umwe rizokwihagira.

88 Ntiyari umushwanyin'umuntu ahungabana. Yaguvuga gusa Amajambo y'Imana. Buri Jambo ryose ryasohokamu kanwa kiwe ryari Ijambo ry'Imana risizwe.

Mbega ntivyoba ari vyiza cane hamwe twoshobora kuvugaduti : « Ijambo ryanje n'Ijambo ry'Imana nico kimwe. Ivyo mvuga, arabiteraiteka, kuko ataco nkora atabanje kukimbwira. » ? Oo, ng'ako akarorerokanyu. Ng'ubwo ubuzima bubereye Ubutumwa bwiza.

Atari abobaherezi bari barigishijwe cane kandi baciye ubwenge, kandi bafise n'ivyovy'ubahiro vyose, bagaca bahagarara, bakagira amasengesho maremare, bagaryaingo z'abapfakazi, kandi bakarondera ivyicaro vy'iteka mu—mu makoraniro, ivyobintu vyose ngaho. Bari…Ubwo ntibwari ubuzima bubereye Ubutumwa bwiza.

Ariko yarabereye Ubutumwa bwiza, cane rwose, gushikaaho Imana yavuze iti : « Uyu n'Umwana wanje nkunda cane, muri We nihonezererewe kuba. Nimumwumvirize. Ijambo ryanje ni We. We n'Ijambo ryanje. Jewena We turi kimwe. »

89 Murazi, uburarero nimwihweze ibi. Yari azi ko Ijambo ryiwe impera n'imperuka rwokwigaruriyeisi. Yarazi aho Ijambo ryiwe ryavuye. Yarazi ko ritokwigeze ritsindwa, nicogituma yavuze ati : « Amajuru n'isi yose azokurwaho, ariko Amajamboyanje ntazokwigera atsindwa. » Murabona ? Yarashoboye kuvuga ivyo.Uwo yari Umuntu uwo We n'Ijambo ry'Imana vyacitse kimwe. Yarababwiye…

« Wategerezwa gukora iki na kiriya. »

Aravugaati : « Ninde yoshobora kunyagiriza icaha ? Ninde yoshoborakunyagiriza ? » Icaha ni « ukutizera. » « Namba jewe,nkoresheje urutoki rw'Imana, nirukana abadayimoni, abana banyu bayirukana bakoreshejende ? » Murabona ? Siko vyari biri, rero vyategerezwa kubaikindi kintu kanaka. Murabona ? « Namba jewe… »

Baravuga bati : « Emwe, twarirukanyeabadayimoni. »

Aravugaati : « Namba ndabikoresha urutoki rw'Imana, Ijambo ry'Imanaryashingiwe intahe, none abana banyu bayirukana bakoresheje nde ? Aho reroni mube umucamanza. »

Abantu bomu minsi yiwe, kandi abantu baramucokora, bakamuvuga. Ariko, We,baramusuzuguza, mu buryo bwose bari bashoboye. Bakamubwira ibintu bibivy'ubwoko bwose, bamugwanya, ariko yarabandanije.

Ubu rero ngomba ndangize mu kanya gatoya, mu kuvugaibi.

90 Abantu bomuri ino minsi n'umugwi w'abagwayi bo mu mutwe. Abantu ba kino gihe n'umugwiw'abagwayi bo mu mutwe. Baratinya gufata amasezerano y'Imana. Abagabo bomw'ishengero, ukwitunganya kw'ishengero, intunganyo zo mw'ishengero ziratinyagufata agahinyuza k'Ivyanditswe vy'Imana ku bw'iki gihe. Barabona ko ukwobameze kwa kino gihe hamwe n'inkuru nziza y'ikibano yabo bavuga itazoshoboragukuraho agahinyuza ka kino gihe, nka kurya nyene Samusoni atari ashoboyekugakuraho ameze kurya. Bisaba Imana.

Kandi ngw'iyi integuro yabisezeranye. Ndazakuyishikira mu kanya gatoya.

Ngombagufata iri jambo, akanya gatoya. Naho biyita abakristo, bakisunga zi nemera,nemera zakozwe n'abantu, zigafata ikibanza c'Ijambo ry'Imana. Rero, barashoboragufata nemera, kubera umuntu kanaka yayikoze. Ariko baratinya gushira ukwizerakwabo mu Mana bavuga ko bakunda. Ukwo n'ukuri. Hanyuma rero mukavuga kubwobuzima bubereye Ubutumwa bwiza ? Ntibwoshobora kuba ububereye, naho ariabanywanyi b'ishengero. Ariko ivyo ntibibereye Ubutumwa bwiza. Oya, vy'ukuri.

91 Ubutumwa bwiza! Yesu yavuze ati : « Genda mw'isi yose mwigishe Ubutumwa bwizakuri buri caremwe cose. Ibi bimenyetso bizogenda bikurikira abizera. »

Kandi iyo muhakanye ko bikurikira abizera, ni gutemwoshobora kugira ubuzima…Ntaco bitwaye, mushobora kutaba murigera muvugaijambo ribi, mwoshobora kuba mwaritondeye amabwirizwa cumi, ivyo nta kintu nakimwe bihuriyeko nivyo. Biguma bitabereye Ubutumwa bwiza. Murabona ?Ntibishobora kubera.

Abo baherezi barabigumije, ariko bagumye arariababereye. Yavuze ati : « Muri aba so wanyu, wa mugwanizi. »Ninde yari gutunga urutoki umwe mur'abo bantu ? Ikimenyetso kimwekibatsindisha, baca baterwa amabuye ata kagongwe. Abagabo beranda! Kandi Yesuyavuzwe ati : « Muri aba so wanyu, wa mugwanizi, » igihe Inkurunziza yabazako.

Naho biyitaabakristo, bakunda kwumira kuri zi nemera, zi nemera zabo. Oo! Zi nemerazishinga kandi zigashitsa iciyumviro c'abantu ba none ba kino gihe. Umuntuagiye kuroranirwa muri kino gihe, ategerezwa kugendera mu mu ciyumvirokigezweho ca kino gihe. Reka ndabivuge mu buryo bwumvikana. Murabona ? Umuntu, namba mugomba kuroranirwa mutegerezwa kujana n'iciyumviro kigezweho cakino gihe. Ki… Barazunguruka, bakavuga bati : « Oo, mbegas'umukundwa ? Mbega si mwiza cane ? Arashobora kuguma ngahoagororotse cane kandi ntadufatira iminota irenga cumi n'itanu. Kandi umwungerewacu ntiyama adukankamira ku bijanye n'ivyo bintu. »

Arateye isoni uwo mwungere. Buri mugabo ashoboraguhagarara ku gicaniro akaraba ku caha c'uno munsi, ntasemerere, hariho ikintukanaka kitagenda neza kur'uyo muntu. Ntabereye Ubutumwa bwiza ubwo avuga koariko arigisha. Ukwo n'ukuri. Rero, mu gukora ukwo, bararondera ivyireguzo,mukuvuga bati : « Ehe raba, ikoraniro ryanje! »

92 U—umugaboumwe yaraje hano, nta gihe kirekire giheze, kw'ishengero kanaka rihambaye,kandi yariko arandika igitabo. Aravuga ati : « Ndiko ndandika ku bijanyen'ugukiza ingwara kw'Imana. » Aravuga ati : « Mwene DataBranham, turagukunda mw'idini yacu. » Rimwe mu madini ahambaye cane, rimwemu yahambaye yo mu gihugu, canke yo mw'isi. Aravuga ati : « Harihoikosa rimwe gusa ishengero ryanje ryavumbuye. » Murabona ? Aravugaati : « Wifatanya n'Abapentekoti benshi. »

Ndavuga nti : « Emwe, rero, murazi, ukwon'ukuri. » Ndavuga nti : « Ivyo ni vyo.Murazi, nagumye ngomba akaryo ko kubaja kure. » Ndavuga nti :« Ndakubwire. Nzoza mu gisagara canyu, ubwire ishengero ryawekunshigikira. »

« Oo, »aravuga ati : « ntibobikora. »

Ndavuganti : « Ico nico niyumviye. Ico nico niyumviye. »

Aravuga ati : « Urabona, idiniryanje ntiribishigikiye. » Ukwo n'ukurondera ivyireguzo nka kwa kundi,« Narongoye umugore, » canke « naguze inka zirima. » Ntacobitwaye impamyabushobozi zose z'ubwigisha woba ufise, n'ukuntu ubonekank'uw'igiciro, kw'idini yawe. Ubwo bwoko bw'igikorwa c'ibango ntibubereyeUbutumwa bwiza bwanditswe muri kino Gitabo. Egome.

93 Buri munywanyi w'ishengero wese azoshigikiraibintu nk'ivyo, hanyuma bakiyita abakristo! Bagasohoka hanze bakabaho…N'abagorebakagira imishatsi migufi, bakamabara impuzu izo Bibiliya ibabwira kutambara.Abagabo bitwara mur'ubwo buryo bitwaramwo ubu, « bafise ishusho yo kubahaImana, » bagafata inzoga kandi bakanywa amatabi, bakarongora incuronyinshi, bagaca bahinduka abadiyakoni bo mw'ishengero mbere n'abungere,n'ibindi. Kandi abo bantu bihanganira ibintu bimeze ukwo, ubwo bwoko bw'ubuzimantibubereye Ubutumwa bwiza.

Umugore azotambuka, akaja kuri terefone, akavugaabandi nabi, agatangura gushwana mw'isengero, n'ibintu nk'ivyo, ubwo s'ubuzimabubereye Ubutumwa bwiza, utwo tuserukira. Buri mugabo azosambura ishengero,agatanguza ingwano hagati mu bantu, n'ibintu n'ivyo, ntabereye Ubutumwa bwizaubwo tuvuga. Neza cane. « N'ishusho yo kwubaha Imana, bahakanaububasha burimwo, » ububasha bw'Imana bubashira kure ya bene ivyo.

94 Ubu rero nimurabe neza, ntibabikora. Nta nukobazobikora. Barafise ivyo bireguza, ko ishengero ryabo ritavyizera. Ba…

Emwe,ariko Yesu yobwira—bwira umuntu kano kagoroba, akavugana n'umutima wiwe akavugaati : « Ngomba ko ugenda, kuvuga ubutumwa bw'Inkuru nzizainengesereye. »

« Ishengeroryanje ntiribishigikiye, Mwami. Mbabarira, namba ubigomba. Mfise ivyo njejwevyiza. Nda—nda—nda, urazi, ndi umwungere, wa rimwe mu mashengero ahambaye canemuri kino gisagara, Mwami. Oo,turahimbaza Izina ryawe hariya! Ego, mushinganta! Turabikora ata nkeka.Sinshobora kubikora. » Ca cireguzo nyene, ca kintu nyene. Rero ntibazakuri wa munsi mukuru wa Mpwemu w'Ijambo ryiwe ryasezeranywe, ryagaragajwe.

Mbega Yesuntiyabivuze ati : « Aho umuvyimba uri hose, niho inkonazizokoranira » ? « Inkona, » s'ibinyakabaka, aho rero.Inkona! Aho umucafu hose uri, n'i—n'i—ivyaboze, aho niho ibinyakabakabikoranira. Ariko aho ya Nyama mbisi, itanduye iri, niho inkona zizokoranira.Murabona ? N'ivy'ukuri. Aho Ijambo riri, imfungurwa z'inkona, nihozizokoranira.

Rerontibaza ku munsi mukuru wa Mpwemu batumiwemwo. Murizera ko Imana yahaye Amerikaubutumire, mu myaka cumi n'itanu iheze, mu muvyuro uhambaye, mu munsi mukuru waMpwemu ? Mbega baraje ? Oya, mushinganta. None rero, kwanka kuza, nibwo buzima bubereye ubutumwa bwiza, naho biyita bwo ?

95 Igihe umugabo umwe yaza kuri jewe, nta gihe kinini giheze, yaricaye ku meza, acaavuga ati : « Mwene Data Branham, ngomba kuramvura ukuboko hiryay'imeza, » umugabo ahambaye, « nshaka kugufata ku kuboko kwawe.Ndagukunda. » Nari mwishengero ndamwumva ariko aravuga ubutumwa. Aravugaati : « Ndagukunda. Ndizera ko uri umukozi w'Imana. »

Ndavuga nti : « Urakoze, mwigisha. Najewe ndagukunda. »

Aravuga ati : « Ngomba kukubwira ukuntundagukunda cane, nka mwene Data. » Aca avuga ati : « Urabona akokami kazi kanje kicaye ngaho, umugore wanje ? Uramwibuka ? »

Ndavuga nti : « Ndamwibuka. »

Aravuga ati : « Abaganga bamuhaye indwizibiri zo kubaho, agwaye kanseri y'ikivyimba. Uca uraza mu gisagarauramusengera. Uca uraba hejuru, ubona iyerekwa. Uca uraba inyuma, uca urambwiraati : 'UKU NI K' UHORAHO AGIZE, arakize.' » Uruherehere runini canemu mugongo wiwe, rwibiye nk'uku, ruboneka nka… kinini cane, nk'igica c'iberery'umugore ryakwegewe imbere mu mubiri, mu mugongo wiwe, neza na neza ku rutirw'umugongo rwiwe. Nta na kazatsa karwo kariho uno munsi. Aravuga ati :« Ng'uyo umwamikazi wanje yicaye ngaho ari muzima uno munsi. »Aravuga ati : « Noshobora gute gukora ikindi kintu kiretse kugukunda, kubw'ugusenga iryo sengesho ry'ukwizera ? Ni gute nerekakukwizera kuri u—umukozi w'Umwami, mu gihe wambonye, ukavuga neza na nezaibizoba ? » Aravuga ati : « Ubu rero, ndafise ikintu kanakaku bwawe, mwene Data Branham. » Aravuga ati : « Ndi umwo mumugwi uhambaye cane wa Gipentekoti. »

Ndavuga nti : « Ego, mushinganta. Ivyondabizi. »

Aravuga ati : « Naravuganye na bene Data,nta gihe giheze, baca bambwira kukwegera, ndakubwire ko biteye isoni kutwaraico gikorwa c'ibango catanzwe n'Imana ku mugwi w'abantu bataye ubwenge kandibameze ukwo. »

Ndavuga nti : « Ukwo n'ukuri ? »

Aravuga ati : « Ego. » Aravugaati : « Imana yarungitse ico gikorwa c'ibango kugira gikorere mubibanza bikomeye, ibibanza bikuru bikuru, ahantu habona. »

96 Naciye mbona umugwanizi ariwe ariko aravuga mur'ako kanya. Ndiyumvira nti :« Egome. 'Simbira hasi y'uyu musozi, hanyuma wiyerekane, urazi, uvuyekur'iyi nyubakwa.' » Murabona ? Murabona ?

Ndiyumvira nti : « Murongore akanya gatoyaashike kure. » Mama wanje ashaje yahora ambwira ati : « Herezainka ikiziriko gikwiye, izokwimanika yo ubwayo. »

Ndavuga nti : « Ukwo n'ukuri ? »

« Ego. » Aravuga ati : « Birateyeisoni, ivyo ukora ? » Aravuga ati : « Uriiki ? Uno munsi ushobora kwigurira imfungurwa bigoranye. » Acaavuga ati : « Raba Oral Roberts n'abandi, binjira bagashika hariyabafise igice kimwe kw'ijana c'igikorwa c'ibango ufise. Raba ivyo bafise. »

Ndavuga nti : « Egome. Ukwo n'ukuri. »Murabona ?

Aca avuga ati : « Umugwi wanje uzokwakira.Tuzokwinjiza, nka—nk'umwe muri bene Data bacu. Bazoguha bose ukuboko kwokwemerererwa kugiranira isangira, kandi tuzokota indege, tuzoguha umushaharaw'amadolari amajana atanu ku ndwi, canke arenga namba ubigomba. Tuzocatukurungika mu bisagara vyose bikuru vyo mu gihugu. » Vyabereye hariyamuri Phoenix, ku meza, twicaye turabana. Aca aravuga ati : « Kandituzoriha i… »Aravuga ati : « Mu gihe abantu, abantu bo hanze,abanyacubahiro, ba bagabo bahambaye, na barya bo hejuru hejuru… » Aravugaati : « Wama iminsi yose uvugana n'abantu bo hasi hasi. Turafise abohejuru hejuru. » Aravuga ati : « Reka babone ikiganza c'Umwami.Kandi nzobareka bajane umugore wanje, n'abandi, iyo bagiye, kugira bemezekw'ivyo bintu uvuga bishika. »

97 Ndavuganti : « Ego, mushinganta. Ivyo vyoba ari vyiza cane. »

Rero, murabona, uwo mugabo, ari mu rugerorw'impamyabushobozi ya D.L., L.L.D., umwanditsi w'ibitabo, murabona, umwigishamuvy'inyandiko, umwanditsi mwiza, umuntu yimereye neza. Murabona ? NtaVyanditswe yarazi.

Mbega murazi ko wa Mumarayika yakora bwa bwokobw'ibitangaza atigeze aja i Sodomu ? Yagumanye n'umugwi w'abahamagariwegusohoka, Aburahamu.

Ntavyo yarazi. Naciye ndamureka, naricaye gusa ngahoakanya gatoya. Nashaka gusa kubona icinyegeje inyuma. Ndavuga nti :« Emwe, ntegerezwa gukora iki none ? »

Aravuga ati : « Emwe, mwene Data Branham,hariho ikintu kimwe gusa bavuze…Twarakivuganyeko, ibintu bikeya, utuntudutoduto wigisha, woreka. »

Ndavuga nti : « Nk'akarorero utuhe, mweneData ? »

« Oo, » aravuga ati : « Umubatizowanyu, urazi. Urabizi, usa n'uwubatiza nk'abanyabumwe, ikintu kanakank'ico. » Aravuga ati : « Ibintu bitobito nk'ivyo »

Ndavuga nti : « Oo ? »Ndabandanya.

Aca avuga ati : « Ikimenyetso co ku nkomoko;n'abagore b'abavuga butumwa; n'utundi tuntu duto duto n'utwo. »

98 Ndavuganti : « Aha-aha ? » Ndavuga nti : « Murazi,ndatangajwe n'uko umukozi w'Imana umwe yosaba uwundi mukozi w'Imana, uhejejekunshingira intahe nk'uko ubikoze, kandi ukanyita umuvugishwa, ukaba uzikw'Ijambo ry'Uhoraho, canke impishuro y'Ijambo, iza ku muvugishwa. Hanyumaugahindukira, Mwigisha Pope, (ivyo ntibivuga ubwenge bwawe bwiza), ugaca uvugausaba…umukozi w'Imana, ugasaba uwundi mukozi w'Imana kugiranira imyumvikano kubintu bi…?...bimufitiye agaciro kurusha ubuzima bwiwe. » Ndavuganti : « Oya, mwene Data Pope. Nta buryo na bumwe nzokwigera nkoraivyo. Oya mushinganta. »

N'ibiki ? Hariho urubuto rw'Ubuzima buhoraho;gupfa canke kubaho, waba uri umugabo ahambaye canke utari umugabo ahambaye.

99 Naraciye,uwundi munsi, ku…Ntabwo ari ugusuzugura abo bagabo babiri. Nararavyengaho , hariho ifoto nini hariya muri Tulsa, Oklahoma; Ikibanza gishashaca Oral Roberts cariko kiraza, iseminari yo

kwigishirizamwo abavugabutumwa.Izorihwa (kandi ndazi Demos Shakarian, mwene Data Carl Williams, n'abandi barimu gikorwa c'abazezwabintu baco.) imiliyoni mirongitanu z'amadolari,n'inyubakwa y'imiliyoni zitatu z'amadolari; umuhungu w'umupentekoti, ico ni cokintu gihambaye Imana yamukoreye.

Ndiyumviranti : « Jewe, nubaka iseminari ? Ubwa mbere na mbere hoho,ndayirwanya. »

100 Kandi harihanditswe hati : « Ahantu hashasha hazoba iseminari ihambaye ya OralRoberts. » Ubandanije umanukana ibarabara, ngaho hariho ikintu gihambayeca none. Kandi Oral Roberts, ndi mu gahema gatoya, yaraje mu gikorane canjehariya mu gisagara ca Kansas, muri Kansas.

Hari handitswe hati : « Ikibanza co murikazoza ca Tommy Osborn », Oo, bagenzi, inyubakwa iciye hafi imiliyonizitatu canke zine z'amadolari, iduga nk'uku.

Kandi ngaho, Tommy Osborn, umwe mu bagabo b'abakristobameze neza cane. N'umugabo w'ukuri, umugabo w'ukuri yatumwe n'Imana. Ahagazehariya ku rundi ruhande rw'ibarabara; umuhungu akiri muto, akaza agashavu,umuhungu akiri muto, n'umukobwa bari mu modoka, bazunguruka, basohoka. Aravugaati : « Mwene Data Branham, niho nari ndi igihe nabona wa musaziyirutse. Nca ndakubona umutunze urutoki rwawe mu maso yiwe, uca uvugauti : 'Mw'Izina rya Yesu Kristo, muvemwo.' Naramubonye agwa ku birengevyawe; inyuma yaho yari yasohoye ubuvugishwa bwiwe, avuga ati : 'Kur'uyumugoroba, ndaduhondera hagati mur'ibi bihumbi bitandatu n'amajana atanuvy'abantu bariko barakwumviriza.' » Aca avuga ati :« Narakubonye uhagaze ngaho, ntiwigeze uduza ijwi, waciye uvuga uti :« Mw'Izina ry'Umwami, kubera ko wazanye agahinyuza imbere ya Mpwemuw'Imana, kuri kano kagoroba, uraza kurwa ku birenge vyanje.' Aravuga ati :'Ngomba ndakwereke ibirenge vy'uwo nza kugwako.' »

Nca ndavuganti : « Satani, muvemwo. » Aca agwa hasi atera aja inyuma, acaafyondera ikirenge canje hasi.

Aravuga ati : « Imana n'Imana, mwene DataBranham. Ivyo birahagije. » Aravuga ati : « Naribambiye mu nzu,kumara iminsi ibiri canke itatu. » Ntarya umunwa. Azobibabwira. Nta soniabifitiye. Aravuga ati : « Wibaza ko naronse ingabire y'ugukizaabagwaye ? »

Ndavuganti : « Ivyo nuvyibagire Tommy. Watumwe kuvuga Ubutumwa bwiza. Genda,ubuvuge. Jana na mwene Data Bosworth hariya. »

101 Aho narihweje, nca ndabibona. Natanguye imbere y'abo babiri bose. Ndiyumviranti : « Hariho Oral Roberts afise amamashine amajana atanu, ayo atan'ukuboko k'umuntu gukora ku ndome ; yaronse imiliyoni zine z'amadolari mukwandika amakete, mu mwaka uheze. » Imiliyoni zine ; icakane c'amaherayose yatojwe mu mashengero y'abakristo bo kw'isi yose. Icakane c'amaherayatojwe mu mashengero y'abakristo bo kw'isi yose aje ku mugabo umwe. Mbegaikibanza ? Naragiyeyo kukiraba.

Kandi,rero, Oral Roberts ni mwene Data. Bagenzi ! Ndamukunda. N'umugenzinyakuri, umugabo w'umunyakuri, kandi ndamukunda. Anyiyumvirako neza nanjenk'amwiyumvirako neza. Gusa ntiduhuza ku—ku Vyanditswe.

Na Tommy Osborn, nta wumuruta. Ndamwiyumvirako neza.N'umwe mu bagabo beza cane nahuye nabo, Tommy Osborn.

« Kandi aba bagabo, » nariyumviye igiheninjira mu biro vyabo nkabona ivyo bafise. « Ndibaza ko nomaramara baje,kuraba ivyanje. » : akamashini gatoya ko kwandika kamwe, kanditukagerageza kurungika amakete hanze. Mbega ikintu ! Twari twicaye kumpera z'umuduga, mur'ako kanya. Ndiyumvira nti : « Ivyo vyoba ariibiki ? »

Nca ndasohoka. Ndiyumvira nti : « Emwe, 'Ahokuba ho muri kazoza ha Oral Roberts.' 'Aho kuba ho muri kazoza ha TommyOsborn.' Mu gihe umwe adashoboye kuvugisha uwundi. »

Rero, naribandanirije urugendo. Ndiyumvira nti :« Ariko je nanje bimeze gute ? »

Hanyuma Ikintu kanaka kiravuga giti :« Rangamiza hejuru. »

Ndiyumvira nti: “Ego, Mwami, reka nshire ubutunzibwabje mw'Ijuru, kuko aho niho umutima wanje uri.” Rero, ivyo sindikondabivugishwa n'ukwicuza. Ndiko ndabivuga gusa kubera vyanshitse kandi Imanairazi ko ivyo ar'ivy'ukuri. Murabona?

Ubutunzi bwawe buri hehe? Ushaka kuba umuntukanaka ahambaye? Namba ariko umeze, ntaco uri. Urashika aho utaba ugishaka kubaumuntu ahambaye kanaka. Ushaka kuba umukozi wa Kristo mutoya aciye bugufi. Iyoniyo nzira yo gukira. Nivyo gusa.

102 Mwene Data Boze n'abandi bariko baratanguzaishengero muri Chicago. Vyabasavye guheba ishengero rya Filadelufiya kugirabaje mur'iryo dini. Ubu bariko bavuga kuvyo kuronka umugabo kanaka w'ikotiihindukirijwe inyuma nk'uku, Umwigisha w'ivy'indoramana. Ndavuga nti: “Aho murimu nzira yo

kuzimangana. Namba mugomba kuronka umwungere w'ukuri kubw'iryoshengero, rondera umugabo mutomuto ashaje aciye bugufi ashobora bigoranyegusoma izina ryiwe, kandi umutima wiwe ucaniriwe kubw'Imana. Muce mufata uwomugabo. Uwo niwe mushaka kurondera, umuntu kanaka atazi ibi bintu vyose, umuntukanaka atazotanda amategeko kandi atazobahata, abata muri buri bwokobw'amadeni, n'ibindi bintu vyose, ariko azobagaburira gusa Ijambo ry'Imana. Uwoni wo muntu wo kurondera."

Rero, ntibazoza ku munsi mukuru wa Mpwemu. Ntegerezwaguheza. Ubu narengeje umwanya. Nko mu minota itandata turaza kurangiza, Umwamini yabigomba.

103 Ndumva bamwe bavuga bati: "Ariko mwene DataBranham, vyoba vyiza ugarutse kuri rya jambo." Bavuga bati: "Abantu ntabwo ariabagwayi bo mu mutwe. Aba bantu ntabwo ari abagwayi bo mu mutwe. Kimwe gusan'abantu bize." N'abagwayi bo mu mutwe bize, aho rero. Ukwo n'ukuri. Egome. "S'abagwayibo mu mutwe. N'abantu bize." Rero ngomba ndababaze ikibazo. Murabona?Muratahura? Ngomba ndababaze ikibazo ubu rero. Muntunge musigure ibikorwa vyabonamba atari abagwayi bo mu mutwe. Nimumbwire ikibatuma kwigenda nk'uku bigenza,namba atari abagwayi bo mu mutwe ; murabona, umuntu wese akwegera kw'idiniryiwe, umukunzi w'inda. Yesu s'uko yarameze. Ntiyihutishwa n'ikintu na kimwe.Murabona? Ntiyari umukunzi w'inda. Yari We karorero kacu.

104 Ivyahabihanwa n'amategeko, iki gihugu gifise ivyaha bihanwa n'amategeko vyinshigusumba ivyo cigeze kugira. N'igiki kitagenda neza? Imiyabaga, abanywanyi bomw'ishengero, bicana, abagabo barasa abagore babo n'umuryango wabo,bakanaturira n'abana babo. Kandi nimurabe umurindi w'ivyaha bihanyan'amategeko. Mbega s'abagwayi bo mu mutwe? None n'igiki kitagenda neza?Ibikorwa vyabo n'ibiki?

Ibihugu vyuzuye ububasha bw'ubusazi, kimwe cosekigomba gutafa buri…ibindi kugira kibigire ibendera rimwe, igihugu kimwe, ribeibendera ryavyo n'igihugu cavyo. Ububasha bw'ubusazi!

Ubuhumbu, erega, isi yuzuye ingeso mbi z'ubuhumbukurusha uko yigeze kuba iri. Abagore bari gusa mu mabarabara, abagore barigusa, kandi bakavuga ko bari mu bwenge bukora neza ? Ntibishoboka? Vy'ukuri ntibakomeye.

105 Umviriza. Hariho umuntu umwe gusa muri Bibiliya,yiyambura impuzu ziwe, na we yari Gitero. Yari yarataye ubwenge. Igihe Yesuyamubona akamusubiza ubwenge bwiwe, yaciye yambara impuzu ziwe. Nivyo. N'ikigituma mwiyambura impuzu? Umugwanizi. Ukwo n'ukuri. Hanyuma mukavuga ko atariabagwayi bo mu mutwe? Tangurira hano kw'ibarabara, unyonge imodoka urenganeamabarabara ane yo mu gisagara, hanyuma ugaruke, uce umbwira. Neza cane.Tohoza.

Kandimuravuga ko atari abagwayi bo mu mutwe? None n'iki kitagenda neza? Ntibashoborakuba bari mu bwenge bwabo neza. Umugore akomeye mu bwenge bwiwe ivyontiyobikora; arafise ubwenge burengeye gukora ivyo. Aba azi abo yiyerete aboaribo : umugwi w'amadayimoni y'ukwipfuza ari ngaho, abagabo b'imborerwa,banduye, b'imicafu, buzuye imyanda, b'abicanyi n'ibindi bintu vyose. Muravuga…

Ab'isi bariko baranywa inzoga cane mur'iki gihe.Bakoresha amahera menshi mu nzoga, muri Leta Zunze Ubumwe, kurusha ayobakoresha mu kugura ibifungurwa. Niyumvira ko…Ndibagiye incuro zingaheziyongereye kw'ideni ry'ibiboreza buri mwaka, mu gihugu, gusumba ukwo ryari. Noneibiyayura mutwe bikora iki? Bibarungika mu mazu y'abagwayi bo mu mutwe.

106 Kanseri. Igihe abaganga b'abavuzi bo kw'isi yose,banditse mu binyamakuru, bakababwira bati: "Kanseri yuzuye imodoka. »Amatabi. Bararisize ku mbeba kandi barerekana ko ibatera kanseri yo mu mahaha.Ibice mirongirindwi kw'ijana vyabo barafatwa na kanseri yo mu mahaha kuberabanyoye itabi. Kandi abo bagore n'abagabo bararinywa gushika ku kanyuma bagacabaribatumurira mu maso. Namba atari abagwayi bo mu mutwe, abagwayi bo mu mutwen'iki?

Igihe Ubutumwa bwiza bwa Yesu Kristo bushoborakuvugwa no kwemezwa, kandi Imana yo mw'Ijuru mw'ishusho y'Inkingi y'Umuriroyayo izunguruka hejuru y'abantu yerekana ko Yesu Kristo ari mu gice ca nyumac'Ukuza kwiwe, abaha ikimenyetso ca nyuma. Bagaca bayitwenga, bakayicokora,kandi bakiyita abanywanyi b'ishengero; hanyuma mukavuga ko atari abagwayi bo mumutwe? Ivyo nimubisiguire. Umwanya wanje uguma ugenda. Ariko gusa ndababajijeko atari abagwayi bo mu mutwe. Nivyo ata nkeka. N'abagwayi bo mu mutwe bize.Ukwo n'ukuri. Nimusigure ukwo bameze. Ntavyo mwoshobora.

107 Baramwa imishatsi yabo, bakambara impuzu z'isi,bagatambuka mw'ibarabara bameze ukwo. Kandi Bibiliya y'Imana iravyihaniza,kandi ikabuza n'umugore gusenga afise umushatsi umoye. Kandi ikavuga koumugabo…Akabikora. Aba yivuze we nyene ko ar'umunyangeso mbi, ku mugabo wiwe,kandi umugabo wiwe afise uburenganzira butunganye bwo kwahukana na we kandiakamwirukana. Ukwo n'ukuri koko. Ijambo ry'Imana rirabivuga, abagore bakavyumabagaca bibandaniriza kugira imishatsi migufi, kandi bakiyita abakristo. Nambaatari umugwayi wo mu mutwe, umugwayi wo mu mutwe n'iki? Ngomba umuntu kanakaambwire umugwayi wo mu mutwe ico ari co. Ego. N'abagwayi bo mu mutwe.

Barize cane, impamyabushobozi za kaminuza! Dushiraumwanya munini mu kwigisha abana bacu, vya

—vya biharuro bigizwe n'indome naBiology, gusumba uwo dufata kubigisha Bibiliya na Yesu Kristo. Nta mwana n'umweari mur'iki gihugu adashoboye kukubwira uwo David Crocket ari we. Nta ca gatatucabo kiriho coshobora uwo Yesu ari We. None, s'abagwayi bo mu mutwe? Nivy'ukuri, nibo. Es'ukuntu twoshobora kubandanya, tukabandanya, ukwo bakora!

Gusa nimwibuke. Kandi amashengero arabishigikira,mu gihe Bibiliya ibicirako iteka. Mbega ibikorwa vy'ibango birimwo abagwayi bomu mutwe? Abagwayi bo mu mutwe bize. Ukwo n'ukuri. Amashengero arabishigikiye.

108 Nimwibuke Loti. Yar'umugabo w'umunyabwenge.Tumwihweze akanya gatoya ubu rero. Nti—nti… Ntitu…

Murantunga kubona narengejeko iminota ibiri. Ibi bi—ibibirafise akamaro cane. Birasohoka kw'i…Mwaje kunyumviriza ndiko nakora iyibande.

Nimurabe. Nimurabe. Reka duhagarike gatoya.Nusenge mu mutima wawe akanya gatoya, uti: "Mwami, reka ndabibone." Ugururaugutahura kwawe. Reka Imana ibikore. Nimurabe i…Dufate gusa iki gihugu conyene.Reka turabe ico Imana yavuze.

Bibiliyaivuga iti: "Ivyaha vyo muri Sodomu vyababaza buri munsi umushaha w'umugororotsiLot." Nta nguvu zikwiye zo gushobora kuhagarara akabigwanya. Ni vyo?Ntavyo yarashoboye gukora, kuko yar'umukuru w'igisagara. Ntavyo yarashoboye.Ariko Bibiliya ivuga iti: "Ivyaha vya—vy'abanyasodomu vyarababaza umushahawiwe." Yarazi vyari bibi, ariko nta nguvu yarafise zo kubikora, zo guhagararangaho akabigwanya.

109 Ubu rero nimurabe. Ni ba Loti bangahe muriAmerika, basoma Bibiliya yabo, mu gutegura ubutumwa bwabo bw'uwo munsi, hanyumababakarengana umubatizo wo mu mazi mw'Izina rya Yesu Kristo? Nibangahe barenganaumubatizo wa Mpwemu Yera? "Yesu Kristo wa Wundi nyene ejo hahise, uno munsi,n'ibihe vyose"? Mariko 16, "Ngw'ibi ibimenyetso bizogenda bikurikirana abizera"?Yohana 14:12, "Uwunyizera ibikorwa Jewe nkora na we azobikora"? "Nimwaba muriJewe Ijambo ryanje rikaba muri mwebwe, saba ico mugomba kizobabera ukwo."? Niba Loti bangahe babonye ivyo? Ariko kubera ukurondera ukwisigura kwabo,kw'idini ryabo! Bi…Nimwihweze murabe muri Bibiliya.

Nimurabe amakoraniro yabo y'abagore bafiseimishatsi migufi, kandi barazi ko Bibiliya ibicirako iteka. Nimurabe mugiyemw'ibarabara, ku banywanyi b'ishengero babo bwite bariko baragendagendamw'ibarabara, mu mabutura, kandi bazi kw'Ijambo ribicirako iteka. Ariko umuntuyatura ko ar'umukristo, umushaha wiwe uri muri we usemerera ubigwanya, arikonta nguvu yarafise. Namba iyi atari Sodomu ya kino gihe, yoba iri hehe?

Imana, iduhe umuntu kanaka asemerera abigwanya. Ukwon'ukuri. Nka kumwe Yohana yavuga ati: "Incabiti igenekerejwe ku mizi y'igiti" Ivyonivyo dukeneye uno munsi.

110 Nimwihweze. N'abi Sodomu ba kino gihe ca none.Mwibuke. Murabona? Igihugu cose cahindutse Sodomu na Gomora vya kino gihe canone. Loti yasubiriye kubaho ivyo. Oya…Arikwabaho kandi ivyo, kuko ukwemezwakwiwe kw'ukuri kumubwira ko ari mu makosa.

Nimurabe muri Chicago, muri Chicago nkuru, igiheba bavugabutumwa amajana atatu bari bicaye hariya. Hanyuma Umwami akambwiramur'iryo joro ivyo bari bagiye gukora. Bari banteze umutego. Jewe, nje hariya.Naragiye mbwira mwene Data Carlson. Ndavuga nti: "Ntimuza kubikorera mur'iryahoteli. Biza kubasaba ko muvyimurira mu kindi kibanza, kandi kiza kuba ariikibaza gisa n'urwatsi rutoto. Kandi banteze umutego, sivyo ga mwene DataCarlson ?" Aca yunamika umutwe wiwe.

Yaricaye hariya mu biro vyanje, haraciye iminsimikeya, ambwira kuja mu gikorane c'i Chicago. Aravuga ati: "Sinzokwigerandavyibagira, mwene Data Branham."

Nca mvuga nti: "Baranteze umutego. Kuber'iki mweneData Carlson? Muratinya kumbwira igituma, wewe na Tommy Hicks ?" Bacabarunamika imitwe yabo. Ndavuga nti: "Tommy, kubera iki utavuga?"

Aravuga ati: "Sinashobora kubikora."

Ndavuga nti: "Nibaza ko wambwiye ko uzobimfashamwo."

Ndavuganti: "Mw'ijoro riheze Umwami yavuganye nanje. Muraza kujayo hariya uno munsimuce musanga ko mutaza kuronka kirya kibanza. Muza kuja mu kindi kibanza.Mwigisha Mead azoba yicaye kur'uru ruhande. Urya mugabo w'umwirabure n'umugorewiwe, baririmba, baza kuba bicaye ngaha, n'ibindi n'ibindi, aho bose baza kubabicaye." Ndavuga nti: "Haza kuba hariho umuherezi wa Buddha ngaho." Ncamvuga nti: "Rero nimubisuzume. Bangwanya kubera nigisha umubatizo wo mu mazimw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo. Bangwanya kubera nigisha uruvyaro rw'inzoka;kandi ntemeranya n'ikimenyamenya c'uko buri muntu avuze mu ndimi yaronse MpwemuYera, n'ibindi." Ndavuga nti: "Nimuze murorere Imana."

111 Bashitseyo…Baragiyeyo, kandi mu masaha abiriuhereye aho, canke arenga, akanya kanaka kur'uyo muhingamo, baraterefonye mweneData Carlson. Aca avuga ati: "Wa mugabo yari yahamuhaye, akaharihira n'amaheray'ibanze, yavuze ati: 'Dutegerezwa kubihagarika, kubera uwujejwe itunganywaryaho yavuze ko yamaze kuhemerera umugwi w'abaririmvyi kubw'uwo mugoroba, cankeico gitondo." Kandi ntibashoboye kuharonka.

Ni ho twaca tuja muri Town na Country. Kandimur'ico gitondo igihe twashikayo, tugahagararaho, mwene Data Carlson yaravuzeati: "Hariho ikintu kimwe. Mwebwe bene Data mwoshobora kuba mudahuza namwene Data Branham, ariko," aravuga ati: "nta bwoba afise bwo kuvuga ivyoyizera." Aravuga ati: "Yambwiye ko ibi bintu vyobaye neza na neza ukunyene bimeze." Aravuga ati: "Ubu rero ng'uyu hano. Niyivugire."

112 Nca ndafata Icanditswe, kivuga giti: "Sinagambarariyeiyerekwa ryavuye mw'ijuru," nk'uko Paulo yavuze. Ndavuga nti: "Mwabiteguyekubwanje, kubera umubatizo wo mu mazi mw'Izina rya Yesu Kristo. Abaruta amajanaatatu muri mwebwe bidondoye nka mwigisha kanaka na kanaka, na mwigisha kanakana kanaka." Ndavuga nti: "Nta n'uko mfise ubumenyi bw'amashurey'intango. Ariko nshize agahinyuza imbere y'umuntu wese ari ngaha kuzanaBibiliya yiwe ahagarare ngaha iruhande yanje, ace ahakana Ijambo rimwe ryavuzwe."

Murabifise kw'ibande ngaha, namba mushakakuvyumviriza. Wari umugwi w'abantu batekereje cane woba warigeze kwumva. Ndavuganti : "Har'ingorane iyahe?" Hoba hariho umuntu kanaka ari ngaha,kur'uyu mugoroba, yari muri kirya gikorane ca kirya gitondo? Reka tubabonemuduze ikiganza. Egome. Emwe, ata nkeka, nimurabe hirya no hino hose.

Ndavuga nti: "Rero, namba mudashobora kubishigikira,aho rero nimureke kundemera." Nivyo. Benshi bavuza ugwamo rwinshi iyo barimu mfuruka zabo. Ariko iyo ar'igihe co kuhangana n'ikibazo, n'ikindi kintu.Nivyo. Ni…Abo bagabo baca barasohoka.

113 Tommy Hicksaravuga ati: "Ngomba amabande amajana atatu ben'ayo, kugira ndayarungikireburi wigira wese umuvugabutumwa w'umunyabutatu noba nzi."

Abo bagabo bariko barandamutsa, baravuga bati: "Tuzozahariya kw'ihema dusubiremwo kubatizwa."

Bari hehe none?

Ivyireguzo. "Sinshobora kubikora. Idini ryanjentirizonyemerera kubikora. Narongoye umugore. Naguze inka zo kurima, ahubwoinka zirima. Nda—naguze ikimanyu c'itongo. Ntegerezwa kuja kuriraba." Murabona? Ben'ivyo bintu, bafise nk'ivyireguzo. Nivyo? Mbega ubwo buzima burabereyeUbutumwa bwiza? [Ikoraniro riravuga riti : "Oya."—Umw.]

Namba Ubutumwa bwiza ari ubw'ukuri, reka tugurisheivyo dufise vyose tuce tubaho kubwabwo. Nube umukristo. Ego mushinganta. Amen.Nimurabe neza ubu rero, mu gihe tugomba turangize.

114 Ariko ivyireguzo vyabo ni zi nemera zabo n'amadiniyabo. Ni nka kurya kw'igiti. Nariko ndaraba mwene Data Banks uwundi munsi. Narimfise i—igiti c'umutidari, nateye igihe nimukira ubwa mbere hariya, Oo,haraciye nk'imyaka cumi n'itanu, canke irenga. Kandi nari naretse iyo mitumbairandaranda, ayo mashami akurira kur'uyo mutidari, kandi ntitwashobora kucishaimashini itema ivyatsi musi. Nta katsi na gatoya kariho, naho vyari bimezeukwo. Naragiyeyo, mfata umusumeno, nca ntema ayo mashami, gushika aho uwomutidari wagijweyo, kandi gushika aho woshobora guca musi ufise imashini itemaivyatsi. Uno munsi, hariho ivyatsi vyinshi vyiza cane woba warigeze kubona musiyawo. Urubuto rwari ngaho. Rwategerezwa kuronka umuco.

115 Kandi mugihe cose hariho iryo dini, ivyireguzo vyanyu, bigerageza kutera igitutu urwoRubuto urwo muzi ko vy'ukuri ruryamye ngaho, muriko mufata umugabane wa Loti.Ivyo bintu nimubite, muce mureka Umuco w'Ubutumwa bwiza wake ngaho, ububashabwa Yesu Kristo. Ego. Kugikurako umuco, bizoca bikibuza kubaho. Kuko hamweumuco woshika kuri co, kizoca gisubira kunaga mu buzima.

Nico gituma abantu bavuga bati: "Ntimuje muri be nabirya bikorane." Baratinya ko Umuco kanaka worasira kur'umwe mu banywanyi babo.

116 Mwibuke wa mugore wo kw'iriba. Yariumusambanyikazi.

Ng'abo ba baherezi bahagaze ngaho. Barabonye Yesuabwira Natanayeli ati: "Nakubonye, igihe wari musi y'igiti c'umusukoni."

Abobaherezi baca bavuga bati: «Ni Beyezebuli. Ni umuraguzi. N'umugwanizi.»

Uyu mugore mutomuto, igihe yaja hariya,agifise za ngeso mbi ziwe, abana n'abagabo batandatu. Kandi igihe yaja hariyaameze ukwo, ukwo nyene yarameze. Hanyuma Yesu akavuga ati: «Nzanira amazi yokunywa.» Ikiyaga kigatangura. Akavuga ati: «Genda uzane umugabo wawe uceugaruka hano.»

Aravugaati : «Ntawe mfise. »

Aravugaati : « Uvuze ukuri. Ufise batanu, kandi n'uwo muriko murabanas'umugabo wawe. »

Yaravuzeati : « Ndabona ko uri umuvugishwa, mushinganta. Ndazi ko Mesiyaniyaza azokora ivyo. »

Yesu aravuga ati : « Ndi We.»

Ivyo birakuraho ikibazo. Igihe uwo Muco warasiraku Rubuto ruryamye mu mumaraya mutomuto, iminsi y'ubumaraya yari iheze. Aca ajamw'ibarabara, ashima Imana, avuga ati : « Nimuze murabe Umugabo yambwiyeivyo nakoze. Mbega ntiyoba ari We Mesiya ? »Vyari ibiki ? Umucowashikiriye urwo rubuto rwari hariya musi y'igitutu c'ubwihisho bw'umumaraya.Ego mushinganta.

Ubu rero reka turangize mu kuvuga ibi. Sinzi izindimpapuro mfise uko zingana, ariko ndi—ndazi neza ko ntaza kuzifata zose. Nkacumi, ariko izi ni nk'igice kimaze guhera. Ariko reka duheraheze mu kuvuga ibi.

117 Reka tugereranye ikintu kanaka, incuro imwey'ubuzima bubereye. Reka tugereranye ubuzima bw'umweranda Paulo na wa musorew'umutware w'umutunzi. Wa Muco nyene wabarayise bose ukwo ari abagabo babiri.Abo babiri bose baronse ubutumire bumwe buvuye kuri Yesu Kristo. Ukwon'ukuri ? Abo babiri bose bari barigishijwe neza mu Vyanditswe. Bose bariabanyatewolojiya. Mwibuke ko Yesu yababwiye—yabwiye wa musore w'umutware atunzeati : « Itondere ivyagezwe. »

Aravugaati : « Ivyo naravyitondeye uhereye mu buto bwanje. »Yar'umugabo yigishijwe. Kandi n'umweranda Paulo niko yarameze. Abo babiri bosebari barigishijwe neza mu Vyanditswe. Ariko, abo babiri bose bari bafiseIjambo. Umwe yararifise mu bwenge ; uwundi yarafise akagera k'Ubuzima muriwe. Igihe uwo Muco warasira imbere ya Paulo, yaravuze ati : « Urindega Mwami ? »

Aravugaati : « Ndi Yesu. »

« Ndingaha rero. » Yari yiteguye.

118 Umuco warasiyeabo bagabo babiri bose. Umwe yaciye anaga ; uwundi ntiyanaga. Ukwo nikobimeze uno munsi : ishengero rya Mpwemu, ishengero ryo mu mubiri.

Uwo mugabow'umutunzi yarafise ivyo yireguza. Ntiyashoboye kubikora. Yari aremerewe canen'abagenzi benshi b'isi. Ntiyashaka kuva mu kwifatanya nabo. Iyo niyo ngoranehamwe n'abantu benshi b'uno munsi. Mwiyumvira ko kubera mwegukira mu muhari,ntimwoshobora guheba iryo sangira. « Bose baranywa n'ibindi bintu ben'ivyokandi bagakora ivyo. » Neza cane, nimwibandanirize n'ivyo ; nta nakimwe nagiriza imihari, nta nakimwe nagiriza ishengero. Ndiko mvuga mwebwe.Murabona ? Egome. Murabona ? Nta na kimwe nagiriza ivyo. Zimaze kubazitandatu hamwe, na zitandatu ahandi. Mpejeje kubabwira ko ishengero atakindiriba riri kiretse kuba umuhari, idini, iyo rishibuye Ijambo ry'Imana.

119 Nimurabeneza. Wa mugabo w'umutunzi yarafise ivyireguzo. Naho biruko ntiyigeze ahebaintahe yiwe. Turabona ko yashinze ihinguriro rikomeye. Yarafise ubumenyi. Kandiyarashitse naho agira iterambere ryinshi gushika aho vyamusavye ko yubakaibigega bishasha kugira yimburiremwo ubutunzi bwiwe. Kandi igihe yapfa ;umusore kanaka, yahindukije ikoro, yaravuze ubutumwa ku maziko yiwe, ata nkeka.Kandi igihe yabuvuga, birashoboka ko yavuze…Baramanuye gushitsa hagatiamabendera, baravuga bati : « Mwene Data wacu mukundwa, umukuru wakino gisagara, ubu ari mu maboko ya Mushoboravyoshe, kubera yari umunywanyiahambaye w'ishengero. Yakoze ibi na biriya, n'ibindi. »

Kandi Bibiliya ivuga iti : « Ari mu muriroarangamiza amaso hejuru, ari mu mubabaro. » Murabona ?

120 Kandimwibuke, yashaka kuguma agumije ukwatura kwiwe ari mu muriro. Yabonye Lazaro,mu gikiriza kwa Aburahamu, aca avuga ati : « Aburahamu dawe, rungikaLazaro aze hano. » Yaguma amwita « data. » Murabona ?

Yafashe ubumenyi bwiwe, aca yigira mw'ishengeroryubakiye ku vy'ubwenge. Igihe umuco wamukayanganirako, yarawushibuye.

Namba iryo atari yo mforo ya kino gihe y'ishengerory'uno munsi, ntayo noba nzi. Ntaco bitwaye ico Imana yokayanganiriza mu nzirayabo, Inkingi y'Umuriro canke ibindi kanaka, biciye ku bumenyi bwabobazoshobora kwama baronka insiguro kugira bakinebagure, bagaca baja mu mugwiw'incambwenge kugira baharonke igihagararo kanaka mu kibano.

Ariko Pauloyari yamaze kuba mu gihagararo ciza mu kibano, afise ubumenyi bwinshi,incambwenge ihambaye yigishijwe na Gamaliyeli, ukuboko kw'ukuryo kw'umuherezimukuru, gushika aho yagiye ku baherezi gutora ivyete bimwemerera gushira aboberanda bose bikumbagaza hasi mw'ibohero. Ariko igihe umuco warasira ku nzirayiwe, akabona ko ya Nkingi y'Umuriro nyene yayobora Abisirayeli mu bugaragwayari Yesu Kristo, yaciye aheba ivyo yari yarigeze kumenya vyose. Araza ku Bugingo.

121 Mwoshoborakwita ubwo buzima bw'uwo mugabo w'umutunzi ubuzima bubereye Ubutumwa

bwizayumvirije? Naho yari uwizera, mbega mwoshobora kwita be n'ubwo bwokobw'ubuzima…Yibereye mu banyabwenge no mu birori, ako kagoroba hariya ku…izubariko rirarenga, ababwira akayabagu, kandi birashika ko umuherezi kanakayavuze isengesho, ahagaze ahakirurutse ho ngaho. Hanyuma akagira ibirori, wamworo arambaraye ngaho kw'irembo ryiwe. Hanyuma aratanga akayabagu, aravugaibijanye n'ukwizera kwiwe guhambaye afise mu Mana. Kandi imbere y'uko buca, mugitondo gikurikira, imbere yuko izuba riseruka, yari mu muriro. Ukwo n'ukuri.Ngw'abo ba banyabwenge banyu.

122 Ariko Paulo, igihe Umuco wamurasira, reka tugereranye ubuzima bwiwe duce turaba kobubereye. Habaye iki ? Igihe Paulo, Umuco wamurasira, yaciye ahebaubumenyi bwiwe bwose aca aja kure y'uwo mugwi w'abanyabwenge, aca agendera muriMpwemu wa Yesu Kristo. Imana ishimwe ! Hamwe n'ubwenge bwose yarafise,ntiyigeze mbere akoresha amajambo ahambaye.

Igihe yashika mu b'Ikorinto, yavuze ati :« Sinigeze nza kuri mwebwe mfise ubwenge bw'umuntu. Sinigeze nza kurimwebwe n'amajambo ahambaye, kuko mwoca mushira ukwizera kwanyu mur'ivyo. Arikonaje kuri mwebwe mu kwicisha bugufi, mu bubasha bw'izuka rya Yesu Kristo,kugira ng'ukwizera kwanyu kube ngaho. » Aho niho hari ubuzima. Nimubirabe.

Ntiyigezeakoresha ubumenyi bwo kw'ishure bwiwe. Ntiyigeze agendana n'umugwiw'abanyabwenge. Yatambukira muri Mpwemu wa Kristo, aciye bugufi, yumvira Ijambory'Imana, mu gihe ryari rihushanye cane na zi nemera zabo. Ariko Pauloyarabonye Umuco aca atambukira muri Wo (nivyo ?), arareka Ubuzima bwaKristo burakayanganisha Yesu Kristo mu gihe yarabayemwo, kugira abantubashobore kubona Mpwemu w'Imana muri we.

Kandi abaciye bugufi baravyizeye, cane rwose, gushikaaho mbere bagomvye kuzana udutambara. Baradukura ku mubiri wiwe. Bagaca bizeracane rwose, ko ari we muserukizi wa Yesu Kristo, gushika aho ico arico coseyakorako, bizera ko gihezagiwe. Egome. Mbega umugabo, yatanze ubuzima bwiwe,amatungo yiwe, ivyo yarafise vyose ! Ubumenyi bwo kw'ishure bwiwe ;aribagira vyose, kugira agendane n'abarovyi, n'abasegereza n'abo mw'ibarabara,kugira areke umuco wiwe ukayanganishe urukundo rwa Yesu Kristo.

Aravuga ati : « Narashishaguwe mu mugongo,incuro mirongine n'icenda ; ntimungore. » Aravuga kandi ati :« Ntwaye mu mubiri wanje inkovu za Yesu Kristo. » Umugabo w'umugorwamutomuto ari mu bihe biteye ubwoba,yaravuze ati : « Ntwaye mu mubiri wanje inkovu za Yesu Kristo. »Es'ukuntu atandukanye n'ibi vyubahiro bihambaye vy'abaherezi bari hirya no hinoyiwe.

123 Kandi igiheyari i Roma, ata numwe amushigikiye. Kandi bariko bakora ikigiga cokumukatirako umutwe wiwe. Aho niho yabivugiye. Oo, bagenzi ! Yavuzeati : « Ndabikiwe igitsibo, wa Mucamanza agororotse azompa kuri waMunsi ; kandi si jewe gusa, ariko rero n'abo bose bakunze ukuzoserukakwiwe. » Ng'ubwo ubuzima bubereye Ubutumwa bwiza, umuhungu nyakuri.

Yaremangiye Kristo. Yararetse Ubutumwa bwiza burakayanganira muri we. Imbere y'uko akoraivyo, yaragiye ariga Ubutumwa Bwiza. Yaramanutse muri Arabiya agumayo imyakaitatu, afata Isezerano rya Kera. Aca arerekana akoresheje Isezerano rya Kera,ko yari Yesu Kristo. Yaraburetse burakayangana muri we, ku mugwi w'abantubaciye bugufi. Ko we, igihe…Aravuga ati : « Narigishijwe guhaga,kandi narigishijwe gusonza no kuburanirwa. »

Umugabo yarafise ubumenyi bwo mw'ishure nka we, kandiincabwenge nka we, ahagaze impande ya… afise impamyabushobozi yahawe naGamaliyeli, umwe mu bigisha bahambaye bariho ico gihe, ahagaze ukuboko ku kundiari kumwe n'umuherezi mukuru. Mwene Data, yari gushobora kuva aciye amadolariimimiliyoni kandi akaronka ubwoko bwose bw'inyubakwa. Ukwo n'ukuri. Arikoyavuze ati : « Nda… »

Nta kindimbere yarafise atari ikoti imwe. Kandi Dema yarabona umugabo afise ben'icogikorwa c'ibango nk'ico ! 2 Timoteyo, ikigabane ca 3, aravuga ati: "Demayarampevye, n'abandi bantu bose, kubera bakunze iyi si wa none." Aravuga ati: "Niwaza, uzunzanire ya koti nasiga hiyo. Harakanye." Umugabo afise igikorwac'ibango nk'ico, akaba yarafise ikoti imwe gusa? Imana ishimwe!

124 Binyibutsa Umweranda Martino, igihe yarikoarageragezа guhagarariraUbutumwa bwiza, n'ibindi, imbere yuko ahindukiriraImana. Mu—mu gihe c'imbere y'inama yi Nikeya, canke inama yi Nikeya, Ba Datab'i Nikeya, muri kahise. Umunsi umwe, yariko araca mu marembo ari ngaho. Yavamuri Tours, muri Bufaransa. Kandi hariho abantu…Inyererezi yari irambarayengaho, iriko irapfa, ata mpuzu. Kandi abariko bararengana bari kumuha impuzuntavyo bakoze. Baca impande yiwe birengagiza uyo mugabo w'umutama. Umweranda Martinonawe yarahagazeho aca aramwitegereza. Bavuga ko ya…

Buri musoda yarafise u—umuntu ajejwe kumusigiraibirato vyiwe. Aca arasiga ibirata vy'umushumba wiwe.

Akura ikoti yiwe, afata imbugita ayitaburamwo ibicebibiri, n'inkota yiwe. Ayizingira kur'iyo nyererezi y'umutama, aravuga ati: "Twesetwoshobora kubaho."

Yaratashe muhira aja kuryama ku gitanda. Aryamyengaho, yiyumvira ko yabonye uwo mutama ariko ararira. Ubwo nyene, Ikintu kanakakiramuvyura. Araraba. Aho mu cumba hari hahagaze Yesu Kristo yifutse ka kamanyunyene k'impuzu yafukisha ya nyererezi. Aravuga ati: "Ico cose wakoreye umutomur'aba bato, nije wagikoreye." Ubwo n'ubuzima bubereye Ubutumwa bwiza. Muraziukuntu yashizeko ishashara ku buzima bwiwe, na we, sivyo?

125 Nimurabe Polycarpe, yahagarariye umubatizo womw'Izina rya Yesu, agwanya ishengero Katolika ry'i Roma. Bamuturirira kubigiga, bamwamburiye mu bwogero bw'abanyagihugu baca baramuturira. NimurabeIreneyo, n'abo bandi bose, babababjwe kubw'iyo mvo. Ng'ubwo ubuzima bubereye.

Nimurabe ivyo Paulo yavuze mu Gitabuc'Abaheburayo, ikigabane ca 11. Yavuze ati: "Baratemeshwa imisumeno,bagakumirwa, bayerera bambaye inshato z'intama n'inshato z'impene, kandi barimu bugararwa, baburaniwe n'ibindi n'ibindi ; ubuzima ubwo iyi si itabereyekubaho." Ngw'abo rero. Ubwo buzima burabereye Ubutumwa bwiza. Ubw'iwanjen'ubw'iwawe buzohagarara gute kuri wa Munsi w'Urubanza, turi kumwe n'abantunk'abo?

126 Nimurabe Paulo ubu naho. Turiko turabandanya.Yarahagarariye Ubutumwa bwiza, arareka Yesu aratemba muri we. Ntaco bitwayeukwo vyari bimeze, ivyo vyari biri, atitayeho ivyo uwo ariwe weseavyiyumvirako. Aho, umuherezi mukuru, emwe, yaje amucisha umutwe kubwa Bwo.Yari ubuserukizi bubibereye bw'Ubutumwa Bwiza. Yararetse…Nimurabe hariya. Ntacovyari bitwaye ivyo abantu biyumvira, yararetse umugezi w'Ubuzima Buhorahouratemba muri we, cane rwose, gushika aho yavuze ati: "Noshimye kuvumwa kuriKristo, kubwa bene wacu."

Rero murazi ico mukora iyo muronse Ubuzima Buhoraho?Ngw'ico ikibazo canyu. Ngw'iyo inyishu yanyu. Muca mufata uruhanderw'abanyabwenge canke muca mufata Uru ruhande, namba koko mwararonse UbuzimaBudashira. Ivyo nivyo bishika.

Ivyo nivyo vyashitse. Paulo, yari yiteguriyekuvumwa kuri Kristo, kugira yemerere abantu biwe… Abantu bbahumye b'ibitazibatari kwumviriza Ubutumwa bwiza bwiwe!

Niyumvira nteye isoni. Nari niteguye kubihea, kuberabatashaka kunyumviriza. Niyumva nk'uwuriko aricuza. Kandi narihanye. Murabona?

127 Nimurabe neza. Ukutitaho ivyo abandi bavyibazako,ubwo bwoko bw'ubuzima burabereye Ubutumwa Bwiza. Ubu rero ndiko ndasozera.

Wa mugabow'umutunzi, nka benshi muri twebwe uno munsi, yarazibiye kandi arashiburaIjambo ry'Ubuzima, aca aba umunywanyi w'ishengero, aca yerekana ubuzima,bwemezwa muri Bibiliya ko bwari ubutabereye Ubutumwa Bwiza yari yasabwekwakira. Nivyo? Gute Ubutumwa bwiza bwoshobora gukayanganira mu muco w'umwizank'uwo, uhakana ububasha bw'Imana?

128 Ubu rero, uburyo bumwe gusa bwo kubaho ubuzimabubereye, n'ukureka Kristo n'Ijambo ryiwe (We, ari Ijambo ) agakayanganaWe nyene mu buryo butunganye muri mwebwe gushika aho Imana ishingira intaheivyo yavuze mw'Ijambo. Kuko Kristo yapfuye kugira ashobore kwishikana We ubwiweimbere y'Imana, nk'Ikimazi. Hanyuma aca arasubira mw'ishusho ya Mpwemu Yera,kugira akayanganire mu bantu biwe, abandanye igikorwa ciwe ; akayanganiramuri wewe, mu gushitsa Ijambo ryasezeranywe ryiwe mur'iyi minsi izoza.

Nk'uko Yohana Umubatizi yumvise, igihe yumva Kristoariko araza. Kristo atambukira mu mazi. Yohana aravuga ati : "Ng'UyuUmwagazi w'Intama w'Imana."

Nta wundi n'umwe yabibonye. Ariko we yarabibonye,Umuco wamanutse uva mw'ijuru, mw'ishusho y'inuma. Hanyuma ijwi riravuga riti: "Uyun'Umwana wanje nkunda cane muri We niho nezererewe kuba." Yarawubonye urikouraza.

Hanyuma Yesu atambukira mu mazi, Emanweli, imberey'u—umuvugabutumwa yavuga ko ar'inkazi. Atambukira mu mazi, imbere y'abantu,aca avuga ati: "Ngomba kubatizwa na we."

Yohana aravuga ati: "Mwami, nari nkeneye kubatizwana We. Kubera iki uje kuri jewe?" Abo babiri bose amaso yabo arahura,umuvugishwa n'Imana yiwe. Amen. Mwoshobora…Nda…Mbega sinari kunezerererwaguhaguruka nkabirorera? Nkabona ya maso akaze kandi acokeye ya Yohana yapfutseariko araba ya maso akaze kandi acokeye ya Yesu; bari abavyara umwe n'uwundi,mu mubiri.

Yesu aravuga ati: "Yohana, pfa kubikora gusa, kuko ivyo ari vyo bidukwiye. TuriUbutumwa bwa kino gihe. Biradukwiye kushitsa ukugororoka kwose."

Yohanaaribaza ati: "Ego, ni We Kimazi. Ikimazi gitegerezwa kwozwa imbere yukogishikirizwa." Niho yavuga ati: "Ngw'ino." Aca aramubatiza. Amen. Mu yandimajambo: "Birakwiye ko dushitsa ukugororoka kwose."

Yesu, azi ko uwo mugabo yari uw'ukuri, aravuga ati: "Ntihigezekubaho umuntu yavyawe n'umugore, ameze nka we. Arengeye kuba umuvugishwa; nambamushobora kuvyumva, uyu arengeye kuba umuvugishwa." Kandi Yesu, aravye mumutima wiwe, kandi ivyo abizi. Muvyarawe bwite ahuriye na We ngaho, amaso muyandi.

Yohanaaravuga ati: "Mwami, ni jewe nari nkeneye kubatizwa na We. None kubera iki ujekuri jewe?"

Aravugaati: "Pfa kubireka uko, Yohana. Ariko wibuke, biradukwiye ko dushitsa ivy'Imanavyose yasezeranye. Kandi ndi Ikimazi. Ntegerezwa kwozwa imbere yuko ntangwa." Oo,bagenzi banje!

129 Kandi uno munsi, igihe Umuco wo ku kagoroba urikourakayangana, mu gihe ata muntu numwe akomeye mu mutwe ariho atoshobora kuvuga(buri munyeshure wa Bibiliya wese, araba muri Bibiliya, arabizi) kw'iki ariigihe ca nyuma. Aho rero, biratubereye gukoroka tuva kur'ibi bihome bihambaye,canke tuja kure y'ibi bintu, tukinjira mu bugororotsi bwa Yesu Kristo mur'ikigihe ca nyuma, tukambara ikidodo c'Imana imbere yuko umugwanizi aduhaikimenyetso c'igikoko. Oo, bagenzi. Ego.

Musenge Imana ireke Umuco wa kino gihe ukuriremuri mwebwe, kugira mube abakozi b'Imana bumvira. Hanyuma itume ivyamwa vyaMpwemu bigumaho iminsi yose mu buzima bwanyu. Kandi ubwo ni bwo buzima bubereyeUbutumwa bwiza.

130 Reka mvuge ibi, mu guheraheza. Uburyobumwe gusa, uburyo bumwe gusa ushoboye kubaho ubuzima bubereye Ubutumwa bwiza,n'ukureka Ubutumwa bwiza bwo ubwa Bwo, buri gace kose k'Ubutumwa bwiza,bukinjira muri wewe, kandi bugasubira gukayanganisha amasezerano yiwe,bukayagira ayashingiwe intahe. Reka Imana ibe muri mwebwe, kugira ishingireintahe amasezerano ya kino gihe.

Nka kurya kwa Yohana, nka kurya Yesu yabwiye Yohanaati: "Pfa kubireka bibe ukwo, Yohana. Ukwo n'ukuri. Ariko turi intwarabutumwaza kino gihe, kandi dutegerezwa gushitsa ukugororoka kwose."

Kandi namba turi Abakristo ba kino gihe, reka twakireYesu Kristo mu mitima yacu. Na We ni Jambo. Ntiduhakane na gatoya kuri Ryo.Tuvuge duti : "N'ukuri." Kandi urishire mu mutima wawe, ubone ivyamwa vyaMpwemu biba kuri wewe, kandi rishitsa buri sezerano yasezeranye muri Bibiliya.Imana ishaka gushitsa Ijambo ryayo, kandi nta yandi maboko ifise atariay'iwanje n'ayiwawe. Nta yandi maso ifise atari ay'iwanje n'ayiwawe. Nta rundirurimi ifise atari urwanje n'urwawe. "Jewe nd'Umuzabibu. Mwebwe muri amashami."Amashami niyo yama ivyamwa. Umuzabibu utanga inkomezi ku mashami. Ubwo ni bwobuzima bubereye.

131 Isengesho ryanje, kur'abo bari kw'iradiyo canke ku…mu bihugu bazovyumviriza ku mabande,hamwe n'aba bari hano. Imana nyene ubuntu bwose, yo mw'Ijuru, ishoboregukayanganisha Mpwemu wayo Yera kuri twebwe twese, kugira ngo gushobore,uhereye kur'uyu mugoroba, ukabandanya, dushobore kubaho ubuzima ubwo Imanayovuga iti: "Ndanezerewe cane. Niwinjire mu munezero Ihoraho wteguriwe uhereyekw'itanguriro ry'isi." Imana yo mw'Ijuru irungike imigisha kuri mwebwe bantumwese.

Ndasenze kugiraImana ibahezagire mwebwe abagore, kur'uyu mugoroba, mwebwe mufise imishatsimigufi, ku buryo muzobona, kandi mukaja kure y'uyu mukorere w'iki gihe,mukamenya ko Bibiliya ivuga ko mutategerezwa gukora ivyo. Kandi namba mutsindwano kwambara impuzu ziteye isoni, Imana yo mw'Ijuru ize gusuka ubuntu bwayo mumitima yanyu, kugira ntimuzosubire kubikora, kugira ntimuzosubire kubaabatsindwa kur'ico kintu kandi. Reka Mpwemu Yera ashobore kuvyugurura imbereyanyu kandi abibereke. Reka mwebwe, mudafise umubatizo wa Mpwemu Yeramushobore…

132 Reka mwebweabagabo mufise abagore, mubareka bakaba abarongozi b'urugo kandi bakabarongoramuri vyose, Imana yo mw'Ijuru ishobore kubaha ubuntu bwo guhonyoza ikirengecanyu hazi, mukagarukana uwo mugore mu bwenge bwiwe kandi, egome, kandimukabona ko ico arico kibanza canyu muri Kristo. S'umuyobozi, aho rero, arikomuri umutwe w'urugo. Mwibuke ko umugore ata nuko ari mw'iremwa ryo ku nkomoko.We gusa n'igihinguwe cavuye muri wewe, catanzwe n'Imana, kuri wewe, kugira akwiteho,atume impuzu zawe ziguma zisa neza kandi agutegurira ibifungurwa n'ibindin'ibindi. Ntabwo ar'uwuguha amategeko.

Mwebwe abagore b'Abanyamerika muzunguruka hirya nohino n'icupa ry'amarangi mu maso yanyu, n'izuru ryanyu ridugijwe mu kirere,hamwe iryo rangi ryotemba rikagwa nk'imvura ryobatwara, hanyuma mukiyumvira komuri abantu kanaka batanga amategeko. Uri we ku k'akagabo k'akagoregore, arikontabwo muri we ku muhungu w'Imana w'ukuri. Nivyo.

133 Imana ibahe mwebwe abagabo ubuntu, nk'abahungub'Imana, kugira muhagarike ubwo bupfu nk'ubwo. Ukwo n'ukuri. Reka ishobororerekubaha ubuntu, bwo guta hasi ayo matabi, guhagarika kwumviriza ivyo bitwenzabicafuye, ubwo bupfu bwose. Reka tube abahungu b'Imana, ku buryo dushoborakugendera mu buzima bubereye Ubutumwa Bwiza.

Umuntu kanaka agiye mw'ibarabara, bavuge bati: "Nambaharigeze kubaho Umukristo, ng'urya harya. Ng'urya harya uwo Imanayiyerekaniramwo, kandi urya mugabo n'Umukristo w'ukuri, namba harigeze

kubahoUmukristo. Mwoshobora kwiyumvira kw'aboneka nk'uwataye igihe. N'umupfasoniw'ukuri." Ngw'ivyo rero.

Nube Umukristo azwi neza, kuko hano turi imbohe.Aha si muhira iwacu. Muhira i wacu ni hariya Hejuru. Turi abahungu n'abakobwab'Umwami, b'Umwami. Reka tub-…reka ubuzima bwacu bube u—ubuzima buzwi neza.Reka tub-…ngaha tubeho ubuzima buzohesha icubahiro ico kintu tuvuga koturi : Umukristo. Kandi namba udashobora kubaho ubwo bwoko bw'ubuzima, ahorero hagarika kwitwa Umukristo, kubera uriko gusa uzana agatukisha kur'IcoKintu.

134 Murakoze bantu, iri joro rishushe, mwicaye ngaha. Ndizera ko ata numwe muri mwebweazozimira, kuri wa Munsi. Nda—nda—nizigiye ko mwebwe na jewe, twese hamwe,tuzogirirwa ubuntu imbere y'Imana, kugira nzogume nshobora iminsi yoseguhagararira ic'Ukuri, ntigera ndabababaza, ariko ntigera nambara amaga mukukora. Murabona? Hamwe nobikora, sinoba nd'umuvyeyi mwiza, hamwe noreka umwanawanje agakora ikintu na kimwe. Nobakosora. Buri rukundo ruzokora ivyo. Urukundorurakosora. Ndakwibuka unyandikira ako gapapuro, wa munsi, Pat. Ndacagafise.Kandi urukundo rurakosora. Bibiliya niko ivuga. Kandi namba atari vyo, nicogituma Imana idukosora. Iradukunda.

Reka tubeho ubuzima, guhera ubu, bubereye, burimwoubwiyoroshi n'ubugwaneza. Ntitwiteho, abavuga bati: "Emwe, Imana ishimwe, ndaziyamuronse. Yaravuze mu ndimi. Yaratamvye muri Mpwemu." Ni vyiza cane.Ariko namba adafise ivyamwa vya Mpwemu, Mpwemu ntari ngaho. Ariko gusa ariganaigishika kanaka, canke ikintu kanaka, kubera Mpwemu Yera ashoboye kubaho gusaubuzima bw'ivyamwa vya Mpwemu. Ubwo ni bwo buryo bumwe gusa ashoboye gukora.

135 Imana ibahezagire. Reka twunamike imitwe yacuakanya gatoya.

Reka Imana yasutse Umuco wayo mur'iki gihe canyuma…Uyu urambitse ngaha imbere yanje, Bibiliya yayo, n'amafoto y'ababamarayika, uyu Muco kabanga uri mw'ishusho y'umusonge, uwo mberen'abashakashatsi batazi uko washitse ngaho, ntibashoboye kuwusigura. ArikoData, turakenguruka. Wabitubwiye, amezi menshi imbere yuko biba, kanditurabigukengurukiye.

Reka abantu bitirirwa Izina ryawe, baje kurey'icaha, kuri kano kagoroba, Mwami, ukutizera. Nk'uko… Vyasabwe ko mvuga muburyo bukaze kuri bashiki bacu, atari kubera ntabakunda, Mwami, ariko singombakubona umugwanizi abazunguriza gushika aho bagwa bukumbi, umwe mur'iyi minsi,bagaca bagerageza guhura na We bameze ukwo, mu nyuma y'ukumva Ukuri kw'Imana,nk'uku. Reka bashobore kwiyumva ko bari n'umwenda wo kuja guseranguraIvyanditswe, barabe namba ivyo ari vyo. Hanyuma baje ku mavi, bafise ugushimikamu mutima, bavuge bati: "Mana, mbega ivyo n'Ukuri ?" Aho rero ivyo ni vyogusa bizoba bikenewe, Mwami, hamwe boba abashimitse mu mutima kur'ivyo,kukw'Ijambo ryawe ar'Ukuri.

136 Abantu bicaye. Benshi muri bo, birashoboka kobafise ibintu vyababababaje. Ariko Mpwemu Yera yavuganye na bo, kandi bicayebatekereje barumviriza. Igihe kigeze kure cane. Igihe kiragiye kigeze kumugoroba, kandi n'igihe tubayemwo kigeze kure. Izuba ririko rirarenga. Isiiriko irakonja. Mana, umwijima vuba cane urinjira, hanyuma hace haza Ukuzak'Umwami, kunyakura Ishengero ryiwe. Es'ukuntu tugushimira kubw'ivyo, Mwami!

Turagusavye rero uhezagira buri muntu ari mukubaho kw'Imana. Buri muntu yumva iyi bande, Mwami, hirya no hino kw'isi, rekabashobore kuja kure y'izo zi nemera za kera n'ibindi, baze gukorera Imananzima, baze bashire umutahe muri Yo, bakore nka kumwe wa mwamikazi wo mubumanuko yakora. Yaraje, vyamusavye amezi atatu kugira ashike ku mugaboyaserukira Yesu Kristo, canke Imana yo mw'Ijuru ; Salomo. Yesu yavuzeati : « Yaje ava ku mpera z'isi, kugira yumvirize ubwenge bwa Salomo,kandi raba uwuruta Salomo ari hano. » Kandi turazi « UwurutaSalomo » ko ari hano, Mpwemu Yera ahambaye ari hano, akorera mu bantu.Es'ukuntu tugushimira kubw'ivyo, Data. Nsavye mur'aka kanya umuhezagiro.

137 Hezagira umwungere wacu w'umukundwa, mwene Data Neville. Mwami, nk'uko na—nk'ukondamubonye kandi nkiyumvira ku butame bwiwe bw'urukundo, umutima wanjeurasimbagurika. Ndamukunda. Kubona ukuntu yitaho umugore wiwe n'abana biwebatoya, nda—ndasenze Mana, ko womukomeza. Mutere intege. Muhezagize iyindimyaka myinshi cane y'igikorwa mur'uyu murima uhambaye wo kwimburamwo turimwo.

Hezagiraaba bene Data b'abakozi b'Imana bicaye ngaha kuri kano kagoroba. Benshi muri bon'abashitsi bavuye mu bindi bibanza. Ndasenze ko wobana nabo hariya, Junnie namwene Data Rudell, n'abo bagabo b'igiciro bo mu mashengero mavukanyi y'irishengero riri ngaha, bahagararira kandi bagafata Umuco w'Ubutumwa bwiza mu bicebitandukanye mu bisagara bidukikije, kubera uyu Muco nyene, bakawurwanira.Urakoze kubw'abo bagabo, Mwami. Bahe ubuntu bwo gushikama mu bigeragezobihambaye n'ibintu biza kw'isi gushira mu gipimo abakristo bose.

Kizaabagwaye n'abababaye Mwami. Uzubane natwe mur'iyi ndwi iza rero. Duhe umwete.Reka ivyigwa vyo kuw'Iyinga bitobito vyacaguwe ntivyigere biva mu mutima wabo.Reka bashobore guhwekera, ijoro

n'umurango. Duhe iyo mihezagiro, Data.Ndabisavye mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

138 Muramukunda? [Ikoraniro rivuze riti : "Amen."—Umw.] Reka turirimbe ya ndirimbo nziza yacu kandi, "Ndamukunda, ndamukunda," turihamwe twese. Mushiki wacu Ungren ari hehe? Hoba hariho ngaha, umwe muri bo,canke uwo mushiki wacu yavugije piyano, umwe mur'aba bapfasoni bari ngaha?Sindamubona. Egome, ng'uyu hano, urya mupfasoni ari harya. Ni vyo.

Nashaka kandi nshimitse cane, kuri kano kagoroba,ariko sinabonye mwene Data Ungren, nashaka kw'andirimbira, kur'uyu mugoroba,Uri Nkuru! Kandi ndibaza k'uyo mwene Data yatashe muhira. Murabona? Numvise iyondirimbo mu gitondo, kandi vy'ukuri nayishimye. Oo, bagenzi ! Vy'ukuriiguma idodora mu mutima wanje. Kandi na—na—nashaka kumwumva aririmba Uri Nkuru!

139 Ubu rero reka turirimbe Ndamukunda, twese, hamwe.Ubu rero mwugare amaso yanyu. Reka tumurabe mur'aka kanya, tuvuge duti: "Mwami,namba hariho kimwe mur'ivyo bintu vyo mu mubiri kiri muri jewe, kinkuremwo,mur'aka kanya. Gikuremwo." Na mwe abo hanze mwumviriza iyi bande, nimwumvirizaiyi ndirimbo, muririmbane na twe, aho nyene mu ntebe yanyu mwicayeko.

Namba hariho…Namba mwatsinzwe n'Ijambo, nambamutiyumvira kw'ari Ijambo, serangura mu Vyanditswe, murabe namba ari vyo.Rirabakwiriye. Risigura Ubuzima canke urupfu.

Kandi rero turiko turaririmba iyi ndirimbo, nambahariho ivyo mu mubiri mu buzima bwanyu, mbega ntiwokiriza ukuboko kwawe, aho muntebe yawe? Nimutume abana banyu n'abagore banyu baduza amaboko, abakundwabanyu bari impande zanyu. Nimuririmbe Ndamukunda, muce mumuha ubuzima bwanyu.Muvuge muti: "Nyeza Mwami, unkuremwo ikintu cose kibi."

Ubu rero, mu gihe turiko turaririmba, duhaguruke.

Ndamukunda, nda…

Mwami Yesu, ndagusenze ng'ukize abantu, abaza kwambarabuno butambara. Ndabahezagiye mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Yarihiye agakiza kanje

Ku giti c'i Kaluvariyo.

140 Ubu rero,mur'uyu muhezagiro uhambaye ! Guma uyivuza, mushikanje. Nimwugare amasoyanyu, hanyuma mwiyumvire, akanya gatoya. Reka dusengere mu mitima yacu: "MwamiYesu, nsesa. Mbega vy'ukuri ndagukunda? Wavuze uti : 'Nimwankunda,muzokwitondera ivyo navuze. Nimwankunda, muzokwitondera Ijambo ryanje.'" Kandirero mu mutima wawe, nuvuge uti: "Mwami, reka nitondere Ijambo ryawe. Rekandarinyegeze mu mutima wanje, kugira sinigere ndagucumurako, mu kutizera ikintuna kimwe wavuze."

Ubu rero mu gihe turiko turaririmba Ndamukunda,reka turamukanye n'ukuntu kanaka ari iruhande yacu. Ramvura ukuboko gusa, uvugeuti: "Imana iguhezagire, mwene Data, canke mushikanje." Vy'ukuri mu buryobworoshe.

"Nda…" Imana iguhezagire, mwene Data. "Nda…" Imanaiguhezagire mushikanje. Imana iguhezagire, mushikanje. Imana iguhezagire. Imanaiguhezagire, mushikanje. "Yarihiy—…" Imana iguhezagire, mushikanje. Imanaiguhezagire. Imana iguhezagire. "…igiti c'i …riyo."

Ubu rero reka tuduze amaboko yacu kuri We.

Nda—ndamukunda

Kubera…

Urafise ikintu kanaka, kindi, ushaka gukora ?Ushaka gusezera ishengero.

…nda

Yarihiye agakiza kanje

Ku giti c'i Kaluvariyo.

141 Muramukunda? Mbega si mwiza? Ndasengeye umwe wesemuri mwebwe, bana banje. Vyomarira iki guhagarara ngaha nkavuga ibi bintu,hamwe jewe, mu mutima wanje, noba ntiyumvira ko biza kubafasha? Igihe mbandushe kandi ndendebukiwe. Nshobora no guhagarara ngaha bigoranye. Amaguruyanje ariko arababara. Kandi ibirato vyanje, nabihagarayemwo gushika ahondabibiriramwo ugwuya, n'ibindi vyose, gushika aho ibirenge vyanje bibora.Kandi ndarushe cane! Sinkiri umusore. Kandi navuga ubutumwa bw'amasaha atatucanke ane, nkaca nsengera abagwaye, nkagenda ijoro n'umurango. Kubera ikinohagarara ngaha, ndiko ndabikora?

Murazi, iyi myaka yose mirongitatu, ku vyerekeye ivyokuba rurangiranwa, naravyirinze. Murazi ko ntatora amahera. Ivyo murabizi.Kandi sina…Noba narababwiye ikintu na kimwe mw'Izina ry'Uhoraho hanyuma ntikibe?‟ Murazikw'ari ukuri.

Ndabakunda. N'urukundo rw'Imana ruri mu mutima wanjekur'umwe wese muri mwebwe. Noshimye… Iyaba noshoboye guhagarara imbere y'Imana,nkavuga nti: "Mana, reka—reka—reka ndabafashe. Reka—reka ndabikore." Sinshoboyekubikora. Umwe wese ategerezwa guhagarara ar'umwe. Murabona?

142 Ndi—ndi—ndizera ko twese tuzoduga, umwe mur'iyiminsi. Kandi ni vyanshika tugasinzira imbere y'ico gihe, nkakurwa muri mwebwe,mwibuke, nzohura namwe hariya hakurya. Ya mayerekwa nyene yababwira buri kintucose, mu buryo butunganye, kigashika nk'uko yakivuze. Nta numwe mur'iyi myakayose, yokwigera avuga ko nigeze kubabwira ikintu na kimwe coshika hanyumantigishike. Isi yose, ivyo irabizi. Ntimwigera mubibona ku gicaniro, ibibwirwabose biba ari neza na neza Ukuri. Murabona? Niko vyamye. Ya Mana nyene yandekankaraba hirya ya ca gihuzu c'igihe. Nkabona ba bagore n'abagabo, basanzuraamaboko yabo bayankikiza kandi bangumbira, bakavuga bati: "Oo, mwene DataBranham."

Si—sishobora na gato kuguma nicaye. Rero iyo ndushe, ndagenda naho biba bir'uko. Ndababaramu mugondo. Kandi jewe, iminsi yose…Mfise—mfise—mfise imyaka mirongitanu n'ine.Murazi, buri munsi ubazanira uwundi mubabaro winyongera.

Isengesho ryanje n'iri: "Oo Mana, nshigikira kugiramvuge Ijambo no guhagarara kur'uku Kuri gushika aho nzobona umuhungu wanje,Yosefu, yashitse mu bigero, kandi yuzuye Mpwemu Yera; nshobore gufata iyiBibiliya ya kera ishaje, ndayishire mu kiganza ciwe, mvuge nti: 'Muhungu,yitware gushika ku mpera y'ubuzima bwawe. Ntugire imyumvikano kuri Yo.'"

143 Niyumvira ko vyoshika Billy akavuga Ubutumwabwiza. Imana ntiyigeze imuhamagara.

Ariko ndizera ko Yosefu, naho ar'agahungu gatoyak'ingumyi, ndizera ko Imana yamuhamagaye. Nico gituma abana batajana na we,n'intwari. Kandi ndi—ndi—ndazi ko Imana yamuhamagaye. Ngomba kumwigisha munzira y'Ijambo, inzira y'Ijambo ry'Umwami, kugira ntaze ahebe iryo Jambo.Ngomba kubikora, jewe ubwanje, hamwe Umwami yobigomba. Kandi ninasaza nkicara,nkashobora kumubona ku gicaniro ngaho, ahagaze ku gicaniro, avuga ati: "Iyi niya Nkuru nziza nyene, Data yahagararira. Yicaye harya, ashaje kandi akenye,muri kano kagoroba. Ariko ngomba gufata ikibanza ciwe nce shitsa ikirenge canjemu ciwe, mpagarare harya."

Aho rero nzoca ndangamiza hejuru mvuge nti: "Mwami,n'ureke umusavyi wawe yigire amahoro." Ivyo ni vyo ngomba kubona, cane rwose. Gushika ico gihe gishitse…

144 Nonevyogenda gute hamwe nozukira mu rundi runganwe? Ntibishoboka. Ntegerezwakuzanana n'uru runganwe. Ntegerezwa guhagararana namwe. Ni mwebwe ntegerezwaguhagararira, nkatanga icegeranyo imbere y'Imana, c'Ubutumwa bwiza navuze.Mwibaza ko nohagarara ngaha nkagerageza kubinginga, kuva mu kintu nibaza ko ari ic'ukuri? Mba ndiko ndabatera intege kujakugikora. Ariko ndazi ko, iyo atari co, ngomba kubakura muri co, nkabashira muc'ukuri. Nivy'ukuri, bivuye mu mutima wanje, Imana ni Yo yonshingira intahe,ndabakunda, bur'umwe wese, n'urukundo rw'Imana rw'ukuri, rw'abakristo. Imanaibahezagire. Munsengere.

Sinzi icokazoza kambikiye, ariko ndazi uwubitse kazoza kanje, rero mpagaze kuri ivyo.

Nsubije ikigicaniro ku mugabo mfitiye icizere cinshi cane, nk'umukozi wa Yesu Kristo,umwungere wacu, mwene Data Neville.

MESSAGE online hub
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7